TABLE DES MATLERES

A. ACTES DU GOUVERNEMENT

N°……..…Date Page	**NOMERO……..Date Page**
N°1/26 26/12/2023	**Nomero 1/2 26/2023**
Loi organique portant modification de la loi n°1/08 du 17 mars 2005 portant code de l'organisation et de la compétence judiciaires..... 4095	Ibwirizwa ryunganira ibwirizwa shingiro rihindura ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 17 ntwarante 2005 rishinga igitabu c'amategeko agenga itunganywa n'ububasha bwa Sentare 4095
TITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES 4096	IKIGABANE CA I : INGINGO NGENDERWAKO 4096
Titre II : Des cours et tribunaux..... 4096	Ikigabane ca II : Ivyerekeye sentare 4096
CHAPITRE I : De la création, de l'organisation et de la suppression des Cours et Tribunaux 4096	IGICE CA I : Ingene sentare zishingwa, zitunganywa n'ingene zifutwa.....4096
CHAPITRE II : DES JURIDICTIONS ORDINAIRES 4097	IGICE CA II : IVYEREKEYE SENTARE ZISANZWE.....4097
Section 1 : Des tribunaux de résidence..... 4097	Agace ka 1 : Sentare z'intango 4097
Sous-section 1 : De l'organisation des tribunaux de résidence 4097	Agahimba k'agace ka 1 : Ingene sentare z'intango zitunganijwe 4097
Sous-section 2 : De la competence des Tribunaux de Résidence..... 4097	Agahimba k'agace ka 2 : Ububasha bwa sentare z'intango.....4097
Paragraphe 1 : De la compétence répressive des tribunaux de résidence 4097	Agahimba ka 1 : Ububasha bwa sentare z'Intango ku manza z'ivyaha.....4097
Paragraphe 2 : De la competence civile des tribunaux de résidence 4098	Agahimba ka 2 : Ububasha bwa sentare z'intango mu manza z'amatati.....4098
Section 2 : Des tribunaux de grande instance 4098	Agace ka 2 : Sentare nkuru z'igihugu 4098
Sous-section 1 : De l'organisation des tribunaux de grande instance 4098	Agahimba k'agace ka 1 : Ingene sentare nkuru z'igihugu zitunganijwe.....4098
Sous-section 2 : De la compétence des tribunaux de grande instance 4101	Agahimba k'agace ka 2 : Ububasha bwa sentare nkuru z'igihugu 4101
Paragraphe 1 : De la competence repressive des tribunaux de grande instance 4101	Agahimba ka 1 : Ububasha bwa sentare nkuru z'igihugu ku manza z'ivyaha 4101
Paragraphe 2 : De la competence civile des tribunaux de grande instance 4102	Agahimba ka 2 : Ububasha bwa sentare nkuru z'igihugu ku manza z'amatati 4102
Section 3 : Des Cours d'appel 4102	Agace ka 3 : Sentare nkuru zisubiramwo 4102
Sous-section 1 : De l'organisation des cours d'appel 4102	Agahimba k'agace ka 1 : Ingene sentare nkuru zisubiramwo zitunganijwe.....4102
Sous-section 2 : De la compétence des cours d'appel 4103	Agahimba k'agace ka 2 : Ububasha bwa sentare nkuru zisubiramwo 4103
Paragraphe 1 : De la compétence répressive des cours d'appel..... 4103	Agahimba ka 1 : Ububasha mpanavyaha bwa sentare nkuru zisubiramwo 4103
Paragraphe 2 : De la compétence civile des Cours d'appel 4104	Agahimba ka 2 : Ububasha bwa sentare nkuru isubiramwo ku manza z'amatati.....4104

CHAPITRE III : DES JURIDICTIONS SPECIALISEES 4104
Section 1 : Des tribunaux du travail 4104

Sous-section 1 : De l'organisation des tribunaux du travail 4104
Section 2 : Des juridictions de commerce 4106
Sous-section 1 : Du tribunal de commerce 4106

Paragraphe 1 : De l'organisation du tribunal de commerce 4106
Paragraphe 2 : De la competence du tribunal de commerce 4107
Sous-section 2 : De la cour d'appel de commerce 4108
Paragraphe 1 : De l'organisation de la cour d'appel de commerce 4108

Paragraphe 2 : De la compétence de la cour d'appel de commerce 4109
Section 3 : Des cours administratives 4109

Sous-section 1 : De l'organisation des cours administratives 4109

Sous-section 2 : De la compétence des cours administratives 4109
Section 4 : De la Cour anticorruption 4112

Sous-section 1 : De l'organisation de la cour anticorruption 4112
Sous-section 2 : De la compétence de la Cour anticorruption 4112

CHAPITRE IV : DES DISPOSITIONS COMMUNES A TOUTES LES JURIDICTIONS 4113
Section 1 : Du personnel judiciaire des cours et tribunaux 4113
Section 2 : Du règlement d'ordre intérieur des cours et tribunaux 4115
Section 3 : Du contrôle et de l'encadrement des Juridictions 4115
Section 4 : De l'exercice de la fonction juridictionnelle et de l'itinérance 4116
Section 5 : Des chambres spécialisées 4116

Section 6 : De la détermination de la compétence civile des cours et tribunaux 4117
Sous-section 1 : De la compétence matérielle 4117

IGICE CA III : IVYEREKEYE SENTARE ZIDASANZWE 4104
Agace ka 1 : Sentare z'akazi 4104

Agahimba ka 1 : Ingene sentare z'akazi ziringanijwe 4104
Agace ka 2 : Sentare z'ubudanzaji 4106
Agace k'agace ka 1 : Ibijanye na sentare z'ubudandaji 4106
Agahimba k'agace ka 1 : Ingene sentare z'ubudandaji ziringanijwe 4106
Agahimba ka 2 : Ububasha bwa sentare y'ubudandaji 4107
Agace ka 2 : Sentare Nkuru zisubiramwo zica imanza zerekeye ubudandaji 4108
Agahimba ka 1 : Ingene sentare Nkuru zisubiramwo zica imanza zerekeye ubudandaji ziringanijwe 4108

Agahimba 2 : Ububasha bw'ama sentare y'ubudandaji asubiramwo imanza 4109
Agace ka 3 : Sentare isasa mu manza zega reta 4109

Agahimba k'agace ka 1 : Ingene sentare isasa mu manza zega Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe zitunganijwe 4109

Agahimba ka 2 : Ububasha bwa sentare isasa mu manza zega Reta 4109
Agace ka 4 : Sentare ijejwe kurwanya igiturire 4112

Agahimba ka 1 : Ingene itunganijwe 4112

Agahimba ka 2 : Ububasha bwayo 4112

IGICE CA IV : INGINGO RUSANGI KURI SENTARE ZOSE 4113

Agace ka 1 : Abakozi ba sentare zitandukanye 4113
Agace ka 2 : Amategeko ntunganyabikorwa ya sentare zitandukanye 4115
Agace ka 3 : Ugusuzuma n'ugukurikirana Sentare 4115
Agace ka 4 : Ingene sentare zikora n'ingene 4116
Agace ka 5 : Ibisata bidasanzwe bikurikirana imanza kanaka 4116
Agace ka 6 : Ububasha bwa sentare zitandukanye mu manza z'amatati 4117
Agahimba k'agace ka 1 : Ububasha bwa sentare mu manza zerekeye ibintu 4117

Sous-section 2 : De la compétence territoriale 4118	Agahimba k'agace ka 2 : Akarere sentare ifisemwo ububasha.....4118
Section 7 : De la compétence territoriale des cours et tribunaux en matière répressive 4123	Agace ka 7 : Akarere sentare zifisemwo ububasha mu manza zerekeye ivyaha.....4123
Section 8 : De l'action civile résultant d'une infraction..... 4124	Agace ka 8 : Ugusaba indishi ku caha cakozwe 4124
Section 9 : De la litispendance et de la connexité 4126	Agace ka 9 : Urubanza rushingishijwe muri sentare zibiri hamwe n'imanza zifitaniye isano 4126
Section 10 : Des délibères..... 4126	Agace ka 10 : Umwiherero w'abacamanza 4126
Section 11 : De la rectification et de l'interprétation 4127	Agace ka 11 : Ugukosora n'ugutanga insiguro 4127
Section 12 : De l'exequatur 4128	Agace ka 12 : Ishirwa mu ngiro ry'urubanza rwaciriwe mu kindi gihugu.....4128
Section 13 : Du serment..... 4130	Agace ka 13 : Indahiro 4130
Section 14 : De la recusation et du deport 4130	Agace ka 14 : Ugutaramura umucamanza n'ukwitaramura kw'umucamanza 4130
Section 15 : Des renvois de juridiction..... 4132	Agace ka 15 : Ukurungika urubanza mu yindi sentare.....4132
Section 16 : Du remplacement des magistrats du siège 4133	Agace ka 16 : Ibijanye n'isubirizwa ry'abacamanza basasa mu ntahe.....4133
Section 17 : De la tenue des magistrats 4133	Agace ka 17 : Ibijanye n'umwambaro w'abacamanza 4133
Section 18 : Des vacances judiciaires et de la rentrée judiciaire 4133	Agace ka 18 : Ibijanye n'uburuhuko bw'abacamanza n'ugutangura umwaka w'ubutungane 4133
Section 19 : De la reconstitution du dossier judiciaire 4134	Agace ka 19 : Ugusubiriza inzandiko zazimiye zo mw'idosiye yarungitswe n'umushikirizamanza muri sentare.....4134
TITRE III : DU MINISTERE PUBLIC ET DE LA POLICE JUDICIAIRE 4134	IKIGABANE CA III : IVYEREKEYE URWEGO RW'ABASHIKIRIZAMANZA N'IGIPORISI C'INYAMIRAMABI 4134
CHAPITRE I : DU MINISTERE PUBLIC 4134	IGICE CA I : IVYEREKEYE URWEGO RW' ABASHIKIRIZAMANZA 4134
Section 1 : De l'organisation du Ministère Public 4134	Agace ka 1 : Ingene Urwego rw'abashikirizamanza rutunganijwe.....4134
Section 2 : De la compétence du Ministère Public 4134	Agace ka 2 : Ububasha bw'abashikirizamanza 4134
CHAPITRE II : DE LA POLICE JUDICIAIRE 4140	IGICE CA II : IVYEREKEYE IGIPORISI C'INYAMIRAMABI 4140
TITRE IV : DES DISPOSITIONS TRANSITOIRES ET FINALES..... 4141	IKIGABANE CA IV : INGINGO MFATAKIBANZA N'IZISOZERA 4141

A. CTES DU GOUVERNEMENTS

LOI ORGANIQUE N°1/26 DU 26 DECEMBRE 2023 PORTANT MODIFICATION DE LA LOI N°1/08 DU 17 MARS 2005 PORTANT CODE DE L'ORGANISATION ET DE LA COMPETENCE JUDICIAIRES

Le Président de la République,

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi Organique n°1/02 du 23 janvier 2021 portant Modification de la Loi Organique n°1/13 du 12 juin 2019 portant Organisation et Fonctionnement du Conseil Supérieur de la Magistrature ;

Vu la Loi Organique n°1/27 du 9 décembre 2021 portant Modification de la Loi Organique n°1/03 du 20 février 2017 portant Missions, Organisation, Composition et Fonctionnement de la Police Nationale du Burundi ;

Vu la Loi Organique n°1/21 du 27 juin 2022 portant Modification de la Loi Organique n°1/04 du 20 février 2017 portant Missions, Organisation, Composition, Instruction, Conditions de service et Fonctionnement de la Force de Défense Nationale du Burundi ;

Vu la Loi Organique n°1/05 du 16 mars 2023 portant Détermination et Délimitation des Provinces, des Communes, des Zones, des Collines ou Quartiers de la République du Burundi ;

Revu la Loi n°1/08 du 17 mars 2005 portant Code de l'Organisation et de la Compétence Judiciaires ;

Revu la Loi Organique n°1/17 du 15 mai 2014 portant Suppression du Pourvoi en Cassation devant la Cour Suprême et Attribution de Compétence aux Cours d'Appel pour les Affaires relatives aux Terres Rurales ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

Vu l'Arrêt RCCB 423 du 09 novembre 2023 de la Cour Constitutionnelle ;

IBWIRIZWA RYUNGANIRA IBWIRIZWA SHINGIRO NOMERO 1/26 RYO KU WA 26 KIGARAMA 2023 RIHINDURA IBWIRIZWA INOMERO 1/08 RYO KU WA 17 NTWARANTE 2005 RISHINGA IGITABU C'AMATEGEKO AGENGA ITUNGANYWA N'UBUBASHA BWA SENTARE

Umukuru w'IGIHUGU,

Yihweje lbwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje lbwirizwa ryunganira ibwirizwa shingiro inomero 1/02 ryo ku wa 23 Nzero 2021 rihindura lbwirizwa ryunganira ibwirizwa shingiro inomero 1/13 ryo ku wa 12 Ruheshi 2019 ritunganya lnama nkuru y'Ubucamanza n'ingene ikora ;

Yihweje lbwirizwa ryunganira lbwirizwa Shingiro inomero 1/27 ryo ku wa 9 Kigarama 2021 rihindura lbwirizwa ryunganira lbwirizwa Shingiro inomero 1/03 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 ryerekeye imirimo y'lgiporisi, ingene gitunganijwe, abakigize n'ingene gikora ;

Yihweje lbwirizwa ryunganira lbwirizwa Shingiro inomero 1/21 ryo ku wa 27 Ruheshi 2022 rihindura lbwirizwa ryunganira lbwirizwa Shingiro inomero 1/04 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rishinga imirimo y'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, ingene rutunganijwe, abarugize, inyigisho, ibisabwa mu kuba muri urwo rwego, n'ingene rukora;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/05 ryo ku wa 16 Ntwarante 2023 rishinga imbibe z'intara, iz'amakomine, iz'amazone, iz'imitumba canke amakaritiye vya Repuburika y'Uburundi;

Asubiye kwihweza Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 rishinga Igitabu c'amategeko aringaniza sentare n'ububasha bwazo ;

Asubiye kwihweza Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/17 ryo ku wa 15 Rusama 2014 rikuraho ukwungururiza muri Gisata gasamburamanza ca Sentare ntahinyuzwa rikongera rigaha ububasha Sentare nkuru zisubiramwo ku manza zerekeye amatongo atari ayo mu bisagara;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza;

Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro imaze kwemeza ko iri bwirizwa ryisunga Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi mu ngingo yayo RCCB 423 yo ku wa 09 Munyonyo 2023 ;

PROMULGUE

TITRE 1

DES DISPOSITIONS GENERALES

Article 1

La présente loi organique régit l'organisation et la compétence judiciaires au Burundi.

Article 2

Les juridictions rendent leurs décisions au nom du peuple burundais.

Article 3

Le pouvoir judiciaire est indépendant du pouvoir législatif et du pouvoir exécutif.

Article 4

La Cour Suprême est la plus haute juridiction ordinaire de la République du Burundi. Elle constitue à ce titre la référence pour la place du pouvoir judiciaire au sein des institutions de la République. Elle exerce le contrôle juridictionnel et administratif sur les autres juridictions excepté la Cour Constitutionnelle et la Cour Spéciale des Terres et autres Biens.

Les autres cours et tribunaux suivent de près l'activité juridictionnelle des instances judiciaires qui leur sont hiérarchiquement inférieures pour la bonne administration de la justice.

Article 5

Les juges ne sont soumis dans l'exercice de leurs fonctions qu'à la loi.

Article 6

Les décisions de justice sont rendues dans un délai raisonnable.

Article 7

La permanence et la continuité du service de la justice demeurent toujours assurées.

TITRE II

DES COURS ET TRIBUNAUX

CHAPITRE 1

DE LA CREATION, DE L'ORGANISATION ET DE LA SUPRESSION DES COURS ET TRIBUNAUX

Article 8

Les cours et tribunaux prévus par le présent Code sont créés par décret qui détermine leur nombre, leur ressort et leur siège ordinaire.

Article 9

L'organisation judiciaire comporte des juridictions ordinaires et des juridictions spécialisées.

ATANGAJE

IKIGABANE CA 1

INGINGO NGENDERWAKO

Ingingo ya 1

Iri bwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro ryerekeye ingene Sentare z'Uburundi ziringanijwe n'ububasha bwazo.

Ingingo ya 2

Sentare zica imanza kw'izina ry'Abarundi bose.

Ingingo ya 3

Urwego rw'ubutungane rurigenga, Urwego rw'Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka hamwe na Reta ntivyivanga mu mirimo y' urwo rwego.

Ingingo ya 4

Sentare ntahinyunzwa ni yo ikurira sentare zose zisanzwe zo mu Burundi. Ku bw'ivyo, ni yo ifatirwako mu guha ikibanza urwego rw'ubutungane mu nzego z'igihugu. Ni yo icungera ko izindi sentare zica imanza neza canke ko zitunganya neza ibijanye n'intwaro kiretse Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro na Sentare idasanzwe ica imanza zerekeye amatongo n'ayandi matungo.

Izindi sentare zikurikiranira hafi igikorwa ca sentare zikurira ku neza y'ubutungane.

Ingingo ya 5

Mu kurangura amabanga bashinzwe, abacamanza bisunga gusa amategeko.

Ingingo ya 6

Ingingo z'ubutungane zifatwa mu kiringo kibereye.

Ingingo ya 7

Inzego z'ubutungane zama zakira kandi zizobandanya zakira abazitura.

IKIGABANE CA II

IVYEREKEYE SENTARE

IGICE CA 1

INGENE SENTARE ZISHINGWA, ZITUNGANYWA N'INGENE ZIFUTWA

Ingingo ya 8

Sentare zitegekanijwe n'iki Gitabu zishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'lgihugu ritomora igitigiri c'izo sentare, uturere zikoreramwo n'ahari ivyicaro bisanzwe vyazo.

Article 9

Sentare zigizwe na sentare zisanzwe hamwe na sentare zica imanza zerekeye igisata kanaka.

Article 10

La Cour Suprême, la Cour Constitutionnelle, la Cour Spéciale des Terres et autres Biens, la Cour Anticorruption ainsi que les juridictions militaires sont régies par des lois spécifiques.

Article 11

Des cours et tribunaux peuvent être supprimés par décret si les conditions à la base de leur création ne sont plus réunies.

CHAPITRE II
DES JURIDICTIONS ORDINAIRES

Section 1
Des tribunaux de résidence

Sous-section 1
De l'organisation des tribunaux de résidence

Article 12

Chaque tribunal de résidence est composé d'un président, d'un vice-président et d'autant de juges et d'agents de l'ordre judiciaire que de besoin.

Article 13

En matière civile, le siège du tribunal de résidence est composé d'un juge unique assisté d'un officier du Ministère public et d'un greffier.

En matière répressive, le siège du tribunal de résidence est composé d'un juge unique assisté d'un officier du Ministère public et d'un greffier.

Sous-section 2
De la compétence des tribunaux de résidence

Paragraphe 1
De la compétence répressive des tribunaux de résidence

Article 14

A l'exception des infractions liées aux accidents de roulage, les tribunaux de résidence connaissent des contraventions et des infractions punissables au maximum de deux ans de servitude pénale indépendamment du montant de l'amende. Ils statuent par un seul et même jugement sur les intérêts civils quel que soit le montant des dommages et intérêts à allouer d'office ou après constitution de la partie civile.

Article 15

Les tribunaux de résidence peuvent prononcer la peine de travail d'intérêt général dans les limites prévues par le Code Pénal.

Ingingo ya 10

Sentare ntahinyuzwa, Sentare yubahiriza lbwirizwa Shingiro, Sentare idasanzwe ica imanza zerekeye amatongo n'ayandi matungo hamwe na Sentare irwanya igiturire zigengwa n'amabwirizwa ziharije.

Ingingo ya 11

Sentare zirashobora gufutwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu iyo ivyatumye muri ico gihe zishirwaho bitakiriho.

IGICE CA II
IVYEREKEYE SENTARE ZISANZWE

Agace ka 1
Sentare z'intango

Agahimba k'agace ka 1
Ingene sentare z'intango zitunganijwe

Ingingo ya 12

Sentare y'intango imwimwe yose igizwe n'umukuru wa sentare, icegera c'umukuru wa sentare, abacamanza n'abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza, igitigiri cabo kikavana n'ababa bakenewe.

Ingingo ya 13

Mu manza z'amatati, intahe ya Sentare y'intango igizwe n'umucamanza umwe afashwa n'umushikirizamanza hamwe n'umwanditsi w'imanza.

Mu manza z'ivyaha, intahe ya sentare y'intango igizwe n'umucamanza umwe afashwa n'umushikirizamanza hamwe n'umwanditsi w'imanza.

Agahimba k'agace ka 2
Ububasha bwa sentare z'intango

Agahimba ka 1
Ububasha bwa sentare z'intango ku manza z'ivyaha

Ingingo ya 14

Kiretse ivyaha bijanye n'amasanganya yo mw'ibarabara, sentare z'intango ziburanisha imanza z'ivyaha bitoyi n'ivyaha bihanishwa umunyororo utarenza imyaka ibiri hatarabwe uko amafaranga y'ihadabu angana. lzo sentare zirashinga mu rubanza rumwe indishi ihabwa abononewe ibintu, sentare ivyibwirije canke uwavyononewe abanje kubishingishiriza, uko igitigiri c'amafaranga y'indishi kiba kingana kwose.

Ingingo ya 15

Sentare z'intango zirashobora gutanga igihano kijanye n'ugukora ibikorwa vy'inyungu rusangi hubahirijwe ibitegekanijwe n'lgitabu c'amategeko mpanavyaha.

Article 16

Sur réquisition du Ministère public, les tribunaux de résidence peuvent mettre à la disposition du Gouvernement pour une durée ne dépassant pas six mois les individus majeurs qui tombent sous l'application des dispositions pénales relatives au vagabondage, à l'exploitation de la mendicité ou à la récidive.

En cas de récidive, ces individus sont punis conformément au Code Pénal.

Ingingo ya 16

Bisabwe n'Umushikirizamanza, sentare z'itango zirashobora gushikiriza Reta mu kiringo kitarenga amezi atandatu abantu bakuze bafatwa n'ingingo zijanye n'ukwiyerereza, ugusegerereza n'ukudahaha.

Mu gihe badahashe, abo bantu bahanwa hisunzwe Igitabu c'amategeko mpanavyaha.

Article 17

Les jugements répressifs rendus par les tribunaux de résidence sont susceptibles d'opposition, de tierce opposition et d'appel.

Le Ministre ayant la justice dans ses attributions affecte un ou plusieurs officiers du Ministère public pour exercer les fonctions du Ministère public près les tribunaux de résidence siégeant en matière répressive.

Ils prestent sous le contrôle du Procureur de la République du ressort.

Ingingo ya 17

Imanza z'ivyaha ziciwe na sentare z'intango zirashobora gusubirishwamwo muri sentare yaziciye, uwundi muntu afisemwo inyungu arashobora gusaba ko zisubirwamwo mu gihe zacitse atahamagawe, kandi zirashobora kwunguruzwa.

Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ubutungane arashira umushikirizamanza umwe canke benshi muri Sentare z'intango kugira arangure amabanga y'umushikirizamanza igihe izo sentare zishashe mu manza z'ivyaha.

Barangura amabanga bajejwe bakurikiranwa n'Umushikirizamanza wa Repuburika wo mu karere sentare y'itango irimwo.

Article 18

Le Conseil des notables peut également aplanir un conflit résultant d'une infraction en se prononçant sur l'octroi des dommages et intérêts qui en résultent pour autant que l'action civile y afférente soit de la compétence du tribunal de résidence.

Ingingo ya 18

Intahe yo ku mugina irashobora gutatura amatati aturutse ku caha mu gutangisha indishi y'akababaro ivuye kuri ico caha mu gihe icaha cakozwe kiba kiri mu vyo sentare y'intango ifitiye ububasha.

Paragraphe 2

De la compétence civile des tribunaux de résidence

Agahimba ka 2

Ububasha bwa sentare z'intango mu manza z'amatati

Article 19

Sans préjudice des dispositions particulières, les tribunaux de résidence connaissent:

1° des actions relatives aux propriétés foncières quelles que soient leurs valeurs ;

2° d'autres contestations entre personnes physiques ou morales dont la valeur du litige n'excède pas dix millions de francs Burundi ;

3° des actions relatives à la liquidation des successions sous réserve des dispositions prévues au point 2;

4° des contestations relatives au droit des personnes et de la famille dont la connaissance n'est pas attribuée à une autre juridiction ;

5° des actions relatives à l'expulsion du locataire défaillant ou de tous ceux qui occupent des lieux sans titre ni droit.

Ingingo ya 19

Hatirengagijwe ingingo zivyerekeye, sentare z'intango ziburanisha :

1° imanza zijanye n'amatongo hatarabwe agaciro ayo matongo afise ;

2° izindi manza zose ziri hagati y'abantu canke y'amashirahamwe zifise agaciro katarenza amafaranga y'amarundi imiriyoni icumi ;

3° imanza zijanye n'ukugabanganya ibisigi hatirengagijwe ibitegekanijwe mu karongo ka 2° ;

4° imanza zijanye n'amategeko agenga ingo n'imiryango mu gihe ata yindi sentare ifise ububasha kuri izo manza ;

5° imanza zijanye n'ugusohora uwukose inzu atariha canke abantu bose baba mu bibanza badafitiye impapuro canke uburenganzira.

Toutefois, le tribunal de résidence n'est pas compétent si l'action en expulsion est relative à un bail commercial.

La saisine du tribunal de résidence doit se faire dans le strict respect de la mission générale de conciliation des parties en litige attribuée au Conseil des notables de la colline ou de quartier.

A la saisine du tribunal de résidence, le requérant doit se munir d'un procès-verbal de conciliation émanant du Conseil des notables de la colline ou de quartier du lieu du litige.

Article 20

Avant toute instruction d'une affaire civile de la compétence du tribunal de résidence, celui-ci vérifie si les parties ont préalablement saisi le Conseil des notables de la colline ou de quartier du lieu du litige.

Article 21

Les jugements civils rendus par les tribunaux de résidence sont susceptibles d'opposition, de tierce opposition et d'appel.

Toutefois, les jugements rendus conformément au point 5° de l'article 19 ne sont susceptibles d'aucun recours.

Les tribunaux de résidence sont compétents pour exécuter les jugements des affaires qu'ils ont connues au premier degré devenus définitifs.

Section 2

Des tribunaux de grande instance

Sous-section 1

De l'organisation des tribunaux de grande instance

Article 22

Chaque tribunal de grande instance comprend un président, un vice-président, autant de juges et d'agents de l'ordre judiciaire que de besoin.

Article 23

Le siège du tribunal de grande instance en matière civile est composé d'un juge unique assisté d'un officier du Ministère public et d'un greffier.

Le siège du tribunal de grande instance en matière pénale est composé :

1° d'un juge unique assisté d'un officier du Ministère public et d'un greffier pour les délits et les contraventions ;

2° d'un président et de deux juges assistés d'un officier du Ministère public et d'un greffier pour les crimes dans le respect des équilibres ethniques

Ariko, sentare y'intango nta bubasha ifise iyo urubanza rwerekeye ugusohora umuntu akose ikibanza c'ukudandarizamwo.

Ukwitura sentare y'intango bitegerezwa kwubahiriza umurimo nyamukuru wo kwumvikanisha abafitaniye amatati wahawe intahe yo kumugina.

Uwituye sentare y'intango ategerezwa kuba afise icegeranyo c'abahuza bo ku mutumba canke karitiye amatati yabereyemwo.

Ingingo ya 20

Imbere y'ukugira itohoza iryo ari ryo ryose ry'urubanza rw'amatati sentare y'intango ifitiye ububasha, iyo sentare ibanza gusuzuma ko ababuranyi babanje kwitura Intahe yo ku mugina yo ku mutumba canke muri karitiye amatati yaberemwo.

Ingingo ya 21

Imanza z'amatati ziciwe na sentare z'intango zirashobora gusubirishwamwo muri sentare yaziciye, uwundi muntu afisemwo inyungu arashobora gusaba ko zisubirwamwo mu gihe zacitse atahamagawe kandi zirashobora kwunguruzwa.

Ariko, imanza zaciwe hisunzwe akarongo ka 5° k'ingingo ya 19 ntizishobora kwunguruzwa.

Sentare z'intango zifise ububasha bwo gushira mu ngiro ingingo zo mu manza zaburanishije ku rugero rwa mbere zikaba zarabaye ntabanduka.

Agace ka 2

Sentare nkuru z'igihugu

Agahimba k'agace ka 1

Ingene sentare nkuru z'igihugu

Ingingo ya 22

Sentare nkuru y'igihugu imwimwe yose igizwe n'umukuru wa sentare, icegera c'umukuru wa sentare, abacamanza n'abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza igitigiri cabo kikavana n'ababa bakenewe.

Ingingo ya 23

Intahe ya sentare nkuru y'igihugu mu manza z'amatati gizwe n'umucamanza umwe afashwa n'Umushikirizamanza hamwe n'umwanditsi w'imanza.

Intahe ya Sentare nkuru y'igihugu mu manza z'ivyaha igizwe na:

1°umucamanza umwe rudende afashwa n'Umushikirizamanza hamwe n'umwanditsi w'imanza ku vyaha bisanzwe no ku vyaha bitoyi ;

2°umukuru wa sentare n'abacamanza babiri bagafashwa n'umushikirizamanza hamwe n'umwanditsi w'imanza ku vyaha bikomeye

et de genre.

En cas de besoin, le président de la juridiction assume des juges des tribunaux de résidence du ressort du tribunal de grande instance pour compléter le siège.

Article 24

Un tribunal de grande instance comprend les chambres ordinaires.

Article 25

Il est créé une chambre anticorruption dans chaque tribunal de grande instance.

Article 26

Elles connaissent au premier degré des infractions liées à la corruption et aux infractions connexes des justiciables qui n'ont pas le privilège de juridiction au sens de la présente loi organique ou de la loi organique régissant la Cour Suprême.

Article 27

Les justiciables qui ont le privilège de juridiction au sens de l'article 44 de la présente loi sont directement jugés par la Cour Anticorruption.

Article 28

Les jugements rendus devant les chambres anticorruption des tribunaux de grande instance sont susceptibles d'appel devant la Cour Anticorruption.

Article 29

Les chambres anticorruption créées au sein des tribunaux de grande instance par la présente loi organique jugent conformément aux dispositions pertinentes de la loi relative aux mesures de prévention et de répression de la corruption et des infractions connexes.

Article 30

Le tribunal de grande instance peut aussi comprendre une ou plusieurs autres chambres spécialisées.

Article 31

Une ordonnance du Ministre ayant la justice dans ses attributions détermine la composition, l'organisation et le fonctionnement de ces chambres.

batorwa hubahirijwe ko ubwoko n'ibitsina biserukirwa ku rugero rukwiye.

Mu gihe bikenewe, umukuru wa Sentare arikora ku bacamanza ba Sentare y'intango ikukira Sentare nkuru y'igihugu kugira igitigiri c'abakenewe gusasa mu ntahe gikwire.

Ingingo ya 24

Sentare nkuru y'igihugu igizwe n'ibisata bisanzwe.

Ingingo ya 25

Harashinzwe igisata kijejwe guca imanza zijanye n'igiturire n'ibindi vyaha bifitaniye isano muri sentare nkuru z'igihugu zose.

Ingingo ya 26

Ibisata bijejwe guca imanza zijanye n'igiturire n'ibindi vyaha bifitaniye isano biri muri sentare nkuru z'igihugu bicira imanza abagirizwa ivyo vyaha badafise uburenganzira bwo kutaburanira ahariho hose hisunzwe iri bwirizwa ryunganira lbwirizwa Shingiro canke ibwirizwa rigenga Sentare Ntahinyuzwa.

Ingingo ya 27

Abantu bafise uburenganzira bwokutaburanira muri Sentare izo ari zo zose bahabwa n'iri bwirizwa mu ngingo ya 44 baburanishwa na Sentare irwanya igiturire.

Article 28

Ingingo zifatwa n'ibisata vya sentare nkuru z'igihugu bijejwe guca imanza zijanye n'igiturire n'ibindi vyaha bifitaniye isano zungururizwa muri Sentare irwanya igiturire.

Ingingo ya 29

Ibisata vya sentare nkuru z'igihugu bijejwe guca imanza zijanye n'igiturire n'ibindi vyaha bifitaniye isano bica imanza vyisunze ingingo z'itegeko rikinga rigahana ivyo vyaha.

Article 30

Sentare nkuru y'igihugu irashobora kandi kuba irimwo igisata kimwe canke vyinshi bijejwe imanza kanaka.

Article 31

Itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ubutungane riratomora abagize ivyo bisata, ingene bitunganijwe n'ingene bikora.

Sous-section 2

De la compétence des tribunaux de grande instance

Paragraphe 1

De la compétence répressive des tribunaux de grande instance

Article 32

Les tribunaux de grande instance connaissent de toutes les infractions dont la compétence matérielle ou territoriale n'est pas attribuée à une autre juridiction.

Les tribunaux de grande instance connaissent également à juge unique, assisté d'un officier du Ministère public et d'un greffier, des infractions relatives aux accidents de roulage, sauf si compte tenu de la complexité des faits, le président du tribunal, d'office ou à la demande de l'une quelconque des parties au procès, décide de renvoyer l'affaire devant une formation collégiale. Le président statue par ordonnance non susceptible de recours.

Les tribunaux de grande instance connaissent en outre, en cas de connexité, des infractions commises par les militaires y compris les officiers revêtus d'un grade inférieur à celui de major.

Article 33

En matière répressive, les tribunaux de grande instance connaissent de l'appel des jugements rendus par les tribunaux de résidence de leur ressort.

Article 34

Sur réquisition du Ministère public, les tribunaux de grande instance peuvent mettre à la disposition du Gouvernement pour une durée excédant six mois mais ne dépassant pas douze mois, tout individu majeur tombant sous l'application des dispositions sur le vagabondage, l'exploitation de la mendicité en cas de récidive.

Article 35

Les jugements répressifs rendus par les tribunaux de grande instance sont susceptibles d'opposition, d'appel et de cassation.

Toutefois, les jugements rendus en matière de délits et de contraventions ne sont pas admis en cassation.

Paragraphe 2

De la compétence civile des tribunaux de grande instance

Article 36

Les tribunaux de grande instance connaissent de toutes les actions dont la compétence matérielle ou territoriale n'est pas attribuée à une autre juridiction.

Agahimba k'agace ka 2

Ububasha bwa sentare nkuru z'igihugu

Agahimba ka 1

Ububasha bwa sentare nkuru z'igihugu ku manza z'ivyaha

Ingingo ya 32

Sentare nkuru z'igihugu zica imanza zose z'ivyaha zerekeye ibintu kandi zo mu karere ata yindi sentare ibifitiye ububasha.

Sentare nkuru z'igihugu zica kandi, hashashe umucamanza umwe afashijwe n'umushikirizamanza hamwe n'umwanditsi w'imanza, imanza z'ivyaha bijanye n'amasanganya yo mw'ibarabara, kiretse iyo hafatiwe ku rusukirane rw'ivyabaye, umukuru wa sentare, avyibwirije canke bisabwe n'umwe mu baburanyi, afashe ingingo yo guha urubanza intahe ishashemwo abacamanza barenga umwe. Umukuru wa sentare araheza agafata ingingo ataho yungururizwa

Izo sentare ziraca kandi imanza z'ivyaha vyakozwe n'abasirikare harimwo n'intwazangabo zifise ipete riri munsi y'irya majoro mu gihe babikoranye n'abanyagihugu basanzwe.

Ingingo ya 33

Mu manza z'ivyaha, sentare nkuru z'igihugu zakira imanza zungurujwe zaciwe na sentare z'intango zizikukira.

Ingingo ya 34

Bisabwe n'Umushikirizamanza, sentare nkuru z'igihugu zirashobora gushikiriza Reta mu kiringo kirenga amezi atandatu ariko ntikirenge amezi icumi n'abiri, umuntu uwo ari we wese akuze afatwa n'ingingo zijanye n'ukwiyerereza, ugusegerereza mu gihe adahashe kubikora.

Ingingo ya 35

Imanza z'ivyaha zaciwe na sentare nkuru z'igihugu zirashobora gusubirishwamwo muri sentare yaziciye, kwunguruzwa canke gusambuzwa.

Ariko, imanza zaciwe zerekeye ivyaha bitobito n'ivyaha bibayabaye ntizisambuzwa.

Agahimba ka 2

Ububasha bwa sentare nkuru z'igihugu ku manza z'amatati

Ingingo ya 36

Sentare nkuru z'igihugu zica imanza zose z'amatati zerekeye ibintu kandi zo mu karere zifiseko ububasha mu gihe ata yindi sentare yazihaweko ububasha.

Article 37

En matière civile, les tribunaux de grande instance connaissent de l'appel des jugements rendus par les tribunaux de résidence de leur ressort.

Article 38

Les jugements civils rendus par les tribunaux de grande instance sont susceptibles d'opposition, de tierce opposition, d'appel et de cassation.

Les jugements rendus par les tribunaux de grande instance en matière foncière ou sur des litiges d'une valeur ne dépassant pas dix millions de francs Burundi ne sont pas admis en cassation.

Article 39

L'exécution des jugements faite par les tribunaux de résidence est susceptible de recours en vérification devant le tribunal de grande instance siégeant à juge unique.

Le juge unique statue toutes affaires cessantes et la mesure prise est sans recours.

Section 3

Des cours d'appel

Sous-section 1

De l'organisation des cours d'appel

Article 40

Une cour d'appel est composée d'un président, d'un vice-président, d'autant de juges et d'agents de l'ordre judiciaire que de besoin.

Article 41

En matière civile, le siège de la cour d'appel est composé d'un juge unique assisté d'un officier du Ministère public et d'un greffier.

En matière pénale, le siège de la cour d'appel est composé :

1° d'un juge unique assisté d'un officier du Ministère public et d'un greffier pour les délits et les contraventions ;

2° d'un président et de deux juges assistés d'un officier du Ministère public et d'un greffier pour les crimes dans le respect des équilibres ethniques et de genre.

En cas de besoin, le président de la cour assume des juges des tribunaux de grande instance du ressort de la cour pour compléter le siège.

Ingingo ya 37

Mu vyerekeye imanza z'amatati, Sentare nkuru z'igihugu zakira imanza zungurujwe zaciwe na sentare z'intango zizikukira.

Ingingo ya 38

Imanza z'amatati zaciwe na sentare nkuru z'igihugu zirashobora gusubirishwamwo muri sentare yaziciye, uwundi muntu arashobora gusaba ko zisubirwamwo kandi zirashobora kwunguruzwa no gusambuzwa.

Imanza zaciwe na sentare nkuru z'igihugu zerekeye amatongo canke amatati afise agaciro katarenga amafaranga y'amarundi imiriyoni icumi ntizisambuzwa.

Ingingo ya 39

Ikurikizwa ry'imanza ryagizwe na sentare z'intango rirashobora guhinyuzwa na sentare nkuru y'igihugu ishashemwo umucamanza umwe.

Uwo mucamanza aca ahagarika ibindi bikorwa vyose kugira yige urubanza ashikirijwe kandi urwo aciye ntirushobora kwunguruzwa.

Agace ka 3

Sentare nkuru zisubiramwo

Agahimba k'agace ka 1

Ingene sentare nkuru zisubiramwo zitunganijwe

Ingingo ya 40

Sentare nkuru isubiramwo igizwe n'umukuru wa sentare, icegera c'umukuru wa sentare; abacamanza, abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza, igitigiri cabo kikavana n'ababa bakenewe.

Ingingo ya 41

Mu vyerekeye imanza z' amatati, intahe ya sentare nkuru isubiramwo igizwe n'umucamanza umwe rudende afashwa n'umushikirizamanza hamwe n'umwanditsi w'imanza.

Mu vyerekeye imanza z'ivyaha, intahe ya sentare nkuru isubiramwo igizwe na :

1°umucamanza umwe rudende afashwa n'umushikirizamanza hamwe n'umwanditsi w'imanza ku vyaha bisanzwe no ku vyaha bitoyi ;

2° umukuru wa sentare n'abacamanza babiri bafashwa n'umushikirizamanza hamwe n'umwanditsi w'imanza kuvyaha bikomeye batorwa hubahirijwe ko ubwoko n'ibitsina biserukirwa ku rugero rukwiye.

Mu gihe bikenewe, umukuru wa sentare isubiramwo arikora ku bacamanza ba sentare nkuru z'igihugu zikukira iyo sentare kugira igitigiri c'abakenewe gusasa mu ntahe gikwire.

Article 42

Une cour d'appel peut comprendre des chambres ordinaires civile et pénale ainsi que des chambres spécialisées notamment les chambres sociales et administratives.

Il est créé une chambre d'appel en matière administrative dans les ressorts des cours d'appel où il n'est pas établi une Cour administrative.

Une ordonnance du Ministre ayant la justice dans ses attributions détermine la composition, le fonctionnement et l'organisation de ces chambres.

Sous-section 2

De la compétence des cours d'appel

Paragraphe 1

De la compétence répressive des cours d'appel

Article 43

Les cours d'appel connaissent de l'appel des jugements rendus au premier degré par les tribunaux de grande instance.

Article 44

Les cours d'appel connaissent au premier degré des infractions commises par les personnes ci-après :

1° un magistrat de carrière en activité ou en détachement ayant le rang du magistrat du tribunal de résidence, du tribunal de grande instance ou du parquet de la République ;

2° un magistrat du tribunal militaire et de l'auditorat militaire ;

3° un administrateur communal ;

4° tout fonctionnaire public nommé par décret autres que ceux qui sont justiciables de la Cour Suprême ;

5° un officier supérieur de police ;

6° un avocat régulièrement inscrit au barreau.

Les cours d'appel connaissent, en cas de connexité, des infractions commises par les magistrats des tribunaux militaires, de l'auditorat militaire et les officiers supérieurs de la Force de Défense Nationale.

Article 45

Les dispositions de l'article 44 de la présente loi organique sont applicables à toutes les infractions commises pendant l'exercice des fonctions qu'elles soient ou non en rapport avec celles-ci ou si les personnes concernées y accèdent postérieurement au fait qui leur est reproché.

Ingingo ya 42

Sentare nkuru isubiramwo irashobora kuba igizwe n'ibisata bisanzwe bica imanza zerekeye amatati n'izerekeye ivyaha hamwe n'ibisata bica imanza zerekeye igisata kanaka nk'ibisata bica imanza zerekeye amatati y'akazi n'imanza zerekeye Reta n'ibisata bimwebimwe vyayo.

Harashinzwe igisata c'iyungururizo cakira imanza zega Reta mu turere twa sentare nkuru zisubiramwo tutarimwo Sentare ica imanza zega Reta.

Itegeko ry'Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo ubutungane riratomora abagize ivyo bisata, ingene bikora n'ingene bitunganijwe.

Agahimba k'agace ka 2

Ububasha bwa sentare nkuru zisubiramwo

Agahimba ka 1

Ububasha mpanavyaha bwa sentare nkuru zisubiramwo

Ingingo ya 43

Sentare nkuru zisubiramwo zakira imanza zungurujwe zaciwe ku rugero rwa mbere na sentare nkuru z'igihugu.

Ingingo ya 44

Sentare nkuru zisubiramwo zica imanza ku rugero rwa mbere z'ivyaha vyakozwe n'abantu bakurikira :

1° umucamanza yabigize umwuga akiri mu kazi canke yarungitswe kurangura ayandi mabanga wo ku rugero rw'umucamanza wo muri sentare y'intango, uwo ku rugero rwo muri sentare nkuru y'igihugu canke urwo muri Paraki y'igihugu ;

2° umucamanza wo muri sentare ya gisirikare n'uwo muri Paraki ya gisirikare ;

3° musitanteri wa komine ;

4° umukozi wese wa Reta yagenywe n'ltegeko ry'Umukuru w'igihugu kiretse abashobora gucirirwa imanza na Sentare ntahinyuzwa ;

5° intwazangabo nkuru yo mu rwego rw'ukwivuna abansi n'urwo umutekano ;

6° umushingwamanza yiyandikishije hisunzwe amategeko mu rwego rw'abashingwamanza.

Sentare nkuru zisubiramwo zica imanza z'ivyaha vyakozwe n'abacamanza bo muri sentare ya gisirikare n'abo muri Paraki ya gisirikare n'intwazangabo nkuru zo mu rwego rw'ukwivuna umwansi n'urwo umutekano.

Ingingo ya 45

Ibitegekanijwe mu ngingo ya 44 birakurikizwa ku vyaha vyose vyakozwe n'abantu mu gihe bariko barangura amabanga bajejwe ivyo vyaha vyaba bifitaniye canke bidafitaniye isano n'ayo mabanga canke iyo abo bantu bagiye muri ayo mabanga icaha bagirizwa caramaze gukorwa.

Après la cessation des fonctions, elles continuent à bénéficier du privilège de juridiction pour les faits en rapport avec lesdites fonctions.

Article 46

Les arrêts rendus par la cour d'appel en matière répressive sont susceptibles d'opposition, d'appel et de cassation.

Paragraphe 2

De la compétence civile des cours d'appel

Article 47

Les cours d'appel connaissent de l'appel des jugements rendus au premier degré par les tribunaux de grande instance et les tribunaux du travail de leur ressort.

Elles connaissent également en dernier ressort de l'appel contre les décisions rendues par les tribunaux de grande instance en matière d'exequatur.

Article 48

Les cours d'appel connaissent en premier et dernier ressort des prises à partie dirigées contre les magistrats à l'exception de ceux qui sont justiciables devant la Cour Suprême.

Article 49

Les mesures provisoires et les recours contre l'exécution des jugements pris au premier degré par les tribunaux de grande instance et les tribunaux du travail sont susceptibles d'appel devant un juge unique de la cour d'appel. Le juge statue toutes affaires cessantes et la mesure prise est sans recours.

Article 50

Les arrêts civils rendus par les cours d'appel sont susceptibles d'opposition, de tierce opposition et de cassation.

CHAPITRE III

DES JURIDICTIONS SPECIALISÉES

Section 1

Des tribunaux du travail

Sous-section 1

De l'organisation des tribunaux du travail

Article 51

Chaque tribunal du travail comprend un président, un vice-président, autant de juges et d'agents de l'ordre judiciaire que de besoin.

Bavuye muri ayo mabanga, babandanya bafise uburenganzira bwo kudacirirwa urubanza na sentare iyo ari yo yose ku vyaha bifitaniye isano n'ayo mabanga.

Ingingo ya 46

Imanza zaciwe na Sentare nkuru isubiramwo zirashobora gusubirishwamwo muri sentare yaziciye, kwunguruzwa canke gusambuzwa.

Agahimba ka 2

Ububasha bwa Sentare nkuru isubiramwo ku manza z'amatati

Ingingo ya 47

Sentare nkuru zisubiramwo zakira imanza zaciwe ku rugero rwa mbere na sentare nkuru z'igihugu na sentare z'akazi ziri mu karere zikoreramwo.

Sentare nkuru zisubiramwo zirakira kandi ku rugero rwa nyuma imanza zungurujwe zitwarira ingingo zafashwe na sentare nkuru z'igihugu mu bijanye n'ikurikizwa ry'imanza zaciriwe mu mahanga.

Ingingo ya 48

Sentare zisubiramwo zica ku rugero rwa mbere kandi ari na rwo rwa nyuma imanza z'abitwarira abacamanza kiretse abacamanza bafise iteka ryo kuburanira imbere ya Sentare ntahinyuzwa.

Ingingo ya 49

Ingingo mfatakibanza n'ugusubirishamwo ingingo zo gukurikiza imanza zafashwe ku rugero rwa mbere na sentare nkuru z'igihugu hamwe na sentare z'akazi zirashobora kwungururizwa mu ntahe ishashemwo umucamanza umwe wo muri Sentare nkuru isubiramwo. Uwo mucamanza aca ahagarika izindi manza kugira yige urubanza ashikirijwe kandi urwo aciye ntirushobora kwunguruzwa.

Ingingo ya 50

Imanza z'amatati zaciwe na sentare nkuru zisubiramwo zirashobora gusubirishwamwo muri sentare yaziciye, uwundi muntu arashobora gusaba ko zisubirwamwo kandi zirashobora kwunguruzwa no gusambuzwa.

IGICE CA III

IVYEREKEYE SENT ARE ZIDASANZWE

Agace ka 1

Sentare z'akazi

Agahimba ka 1

Ingene sentare z'akazi ziringanijwe

Ingingo ya 51

Sentare y'akazi imwimwe yose igizwe n'umukuru wa sentare, icegera c'umukuru wa sentare n'abacamanza n'abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza igitigiri cabo kikavana n'ababa bakenewe.

Article 52

Le siège du tribunal du travail est composé d'un président, magistrat de carrière, d'un assesseur travailleur et d'un assesseur employeur assistés d'un greffier et avec le concours d'un officier du Ministère public, s'il est expressément requis par le président de la juridiction.

Ingingo ya 52

Intahe ya sentare y'akazi igizwe n'umukuru w'intahe ategerezwa kuba ari umucamanza yabigize umwuga, umufasha w'umucamanza muri sentare aserukira abakozi, n'umufasha w'umucamanza muri sentare aserukira umukoresha bari kumwe n'umwanditsi w'imanza bagafashwa n'umushikirizamanza, iyo yasabwe n'umukuru w'iyo sentare mu buryo butomoye.

Article 53

Les assesseurs des tribunaux du travail sont nommés par ordonnance du Ministre ayant la justice dans ses attributions sur proposition des organisations les plus représentatives des travailleurs et employeurs après avis du Ministre ayant le travail dans ses attributions.

Ingingo ya 53

Abafasha b'abacamanza muri sentare z'akazi bagenwa n'itegeko nshikiranganji ry'Umushikiranganji ajejwe ubutungane abashikirijwe n'amashirahamwe aserukira abakozi n'abakoresha afise abanywanyi benshi Umushikiranganji ajejwe akazi abanje kugira ico abivuzeko.

Article 54

Les tribunaux du travail connaissent :

1° des contestations individuelles ou collectives nées à l'occasion du travail entre les travailleurs et leurs employeurs relatives aux contrats de travail ou d'apprentissage, aux conventions collectives ou aux décisions administratives qui en tiennent lieu ;

2° des contestations nées entre les établissements de sécurité sociale, les travailleurs et les employeurs, concernant l'exécution de la législation sur la sécurité sociale sans préjudice, toutefois, des dispositions de cette législation en ce qu'elles portent d'institution de commissions spécialement compétentes pour connaître de certaines catégories particulières de contestations.

Ingingo ya 54

Sentare z'akazi zakira :

1°amatati yerekeye umukozi umwumwe ukwiwe canke ayerekeye abakozi base aturutse ku kazi ari hagati y'abakozi n'abakoresha yerekeye amasezerano y'akazi canke ay'ukwimenyereza akazi

2° amasezerano abakozi bagiranira n'abakoresha, canke ingingo ziba zafashwe n'umukoresha ziyasubirira ;

3° amatati yadutse hagati y'amashirahamwe ategekaniriza kazoza abakozi n'abakoresha yerekeye ikurikizwa ry'amategeko agenga ibijanye n'ugutegekaniriza kazoza abakozi hatirengagijwe ingingo z'iri tegeko mu vyerekeye ishirwaho ry'imigwi ifise ububasha budasanzwe bwo gutatura ubwoko bumwebumwe bw'amatati bufise ico bwisangije.

Article 55

Les jugements rendus par les tribunaux du travail sont susceptibles d'appel devant la cour d'appel de leur ressort.

Ingingo ya 55

Imanza z'amatati ziciwe na sentare z'akazi zirashobora kwungururizwa muri sentare nkuru isubiramwo yo mu karere izo manza zaciriwemwo.

Article 56

Dans les ressorts des tribunaux de grande instance où il n'est pas établi de tribunal du travail, les actions relevant de sa compétence sont jugées par les tribunaux de grande instance qui statuent en matière sociale à l'exception des tribunaux de grande instance ayant leurs sièges dans les provinces de Gitega et de Bujumbura.

Ingingo ya 56

Mu turere dukukira sentare nkuru z'igihugu hatarashingwa sentare y'akazi, imanza iyo sentare ifitiye ububasha zicibwa na sentare nkuru z'igihugu zisasa mu manza zerekeye uguteganiriza kazoza abakozi kiretse sentare nkuru z'igihugu zikorera mu ntara za Gitega na Bujumbura.

Article 57

Le juge statuant en matière sociale connaît également des infractions à la législation du travail, à la législation sur la sécurité sociale et à leurs mesures d'exécution.

Ingingo ya 57

Umucamanza aca imanza z'akazi arafise n'ububasha bwo guca imanza zijanye n'ivyaha vyo kurenga amategeko y'akazi, amabwirizwa agenga ugutegekaniriza kazoza abakozi hamwe n'ingingo zo kuyashira mu ngiro.

Section 2
Des juridictions de commerce

Sous-section 1
Du tribunal de commerce
Paragraphe 1
De l'organisation du tribunal de commerce

Article 58

Le tribunal de commerce comprend un président, un vice-président, autant de juges et d'agents de l'ordre judiciaire que de besoin.

Article 59

Le siège du tribunal de commerce est composé d'un président, magistrat de carrière, d'un juge et d'un assesseur, assistés d'un greffier et d'un officier du Ministère public près le tribunal de grande instance s'il est expressément requis par le président de la juridiction.

Article 60

Les assesseurs du tribunal de commerce sont nommés par ordonnance du Ministre ayant la justice dans ses attributions sur proposition de la chambre fédérale de commerce et d'industrie en matière de commerce après avis du Ministre ayant le commerce dans ses attributions.

Article 61

Pour être nommé assesseur du tribunal de commerce, le candidat doit remplir les conditions suivantes :

1° avoir, pendant cinq ans au moins avec honneur, exercé le commerce ou participé soit à la gestion d'une société commerciale ayant son principal établissement au Burundi, soit à la direction d'une organisation professionnelle ou interprofessionnelle représentative du commerce ou de l'industrie ;

2° n'avoir pas été condamné comme auteur ou complice d'une infraction contre les propriétés, la foi publique, l'ordre public ou l'économie nationale;

3° n'avoir pas été déclaré en faillite ou condamné pour banqueroute.

Article 62

Sont considérés comme participant à la gestion d'une société commerciale :

1° les associés commandités, s'il s'agit d'une société en commandite simple ;

Agace ka 2
Sentare z'ubudandaji

Agace k'agace ka 1
Ibijanye na sentare z'ubudandaji
Agahimba k'agace ka 1
Ingene sentare z'ubudandaji ziringanijwe

Ingingo ya 58

Sentare y'ubudandaji igizwe n'umukuru wa sentare, icegera c'umukuru wa sentare, abacamanza hamwe n'abakozi bo mu butungane atari abacamanza igitigiri cabo kikavana n'ababa bakenewe.

Ingingo ya 59

Intahe ya sentare y'ubudandaji igizwe n'umukuru w'intahe ategerezwa kuba ari umucamanza yabigize umwuga, umucamanza n'umufasha w'umucamanza bari kumwe n'umwanditsi w'imanza n'umushikirizamanza akukira sentare nkuru y'igihugu iyo yasabwe n'umukuru wa sentare.

Ingingo ya 60

Abafasha b'abacamanza ba sentare y'ubudandaji bagenwa n'itegeko ry'umushikiranganji ajejwe ubutungane abishikirijwe n'Igisata c'ubudandaji n'amahinguriro mu bijanye n'ubudandaji, Umushikiranganji w'ubudandaji amaze kugira ico abivuzeko.

Ingingo ya 61

Kugira umuntu ashobore kugenwa ngo abe umufasha w'umucamanza muri Sentare y'ubudandaji, ategerezwa kuba akwije ibi bikurikira:

1° kuba, mu myaka itanu n'imiburiburi, yararanguranye iteka umwuga w'ubudandaji canke yaragize uruhara mw'itunganywa ry'ishirahamwe ry'ubudandaji rifise icicaro gikuru mu Burundi, canke mu buyobozi bw'ishirahamwe ryerekeye umwuga w'ubudandaji canke irihuza amashirahamwe menshi y'ubudandaji canke y' amahinguriro afise abanywanyi benshi;

2° kuba atigeze ahanwa nk'uwakoze icaha we nyene ubwiwe canke yifadikanije n'abandi mu kwambura amatungo, kubuza abanyagihugu kwizigira ibimenyetso vyashinzwe na Reta kandi vyemewe na bose no mu guhungabanya umutekano w'abanyagihugu canke ubutunzi bw'igihugu ;

3° kuba atigeze atangazwa ko yahomvye canke yarahanywe kubera yahomvye.

Ingingo ya 62

Abafatwa ko bafise uruhara mw'itunganywa ry'ishirahamwe ry'ubudandaji ni :

1° abadandaza basangiye ishirahamwe n'abatari abadandaza, iyo ari ishirahamwe rigizwe n'imiburiburi n'abantu babiri umudandaza n'uwutari umudandaza;

2° les associés, s'il s'agit d'une société en nom collectif;

3° les administrateurs ou les gérants; s'il s'agit d'une société civile, d'une société de personnes à responsabilité limitée, d'une société anonyme, d'une société à participation publique, d'une société coopérative et d'une société unipersonnelle ;

4° les membres du personnel de ces sociétés exerçant une fonction de direction au sein de l'entreprise.

Article 63

Sont considérés comme participant à la direction d'une organisation professionnelle ou interprofessionnelle les administrateurs, les gérants et toute personne exerçant à titre permanent une fonction de direction au sein de ladite organisation.

Article 64

Par dérogation à l'article 59 de la présente loi organique, en cas d'empêchement d'un assesseur, celui-ci est remplacé par un magistrat de carrière désigné par le président de la juridiction.

Paragraphe 2

De la compétence du tribunal de commerce

Article 65

Le tribunal de commerce connaît en premier ressort:

1° des contestations entre commerçants relatives aux actes commerciaux ou réputés commerciaux par la loi et qui ne sont pas de la compétence d'autres tribunaux;

2° des contestations relatives aux effets de commerce.

Article 66

Le tribunal de commerce connaît, même lorsque les parties ne sont pas commerçantes :

1° des contestations entre associés, entre administrateurs, entre administrateurs et associés, entre commissaires et administrateurs, entre commissaires et associés, entre liquidateurs, entre liquidateurs et associés, entre associés, administrateurs, commissaires ou liquidateurs et réviseurs d'entreprise;

2° abasangiye ishirahamwe, iyo ari ishirahamwe ry'abadandaza basukiranije imitahe ;

3° abari mu rwego nshingwantwaro canke abajejwe gutunganya ishirahamwe, iyo ari ishirahamwe ridaharanira ivyicaro vya poritike, amashirahamwe abayasangiye babazwa imyenda yayo ku rugero rw'imitahe bayashizemwo, amashirahamwe ata bo yitirirwa, amashirahamwe Reta ifisemwo imitahe, amashirahamwe amakoperative hamwe n'amashirahamwe agizwe n'umuntu umwumwe ;

4° abakozi b'ayo mashirahamwe barangura imirimo y'ubuyobozi mw'ishirahamwe.

Ingingo ya 63

Abafatwa ko bafise uruhara mu buyobozi bw'ishirahamwe ry'abakora umwuga w'ubudandaji canke irihuza amashirahamwe menshi y'ubudandaji ni abari mu rwego nshingwantwaro, abajejwe gutunganya ishirahamwe n'abandi bantu bose mu kazi kabo ka misi yose barangura amabanga y'ukurongora iryo shirahamwe.

Ingingo ya 64

Hirengagijwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 59 y'iri bwirizwa, mu gihe umufasha w'umucamanza yafatiriwe asubirirwa n'umucamanza yabigize umwuga agenwa n'umukuru wa sentare y'ubudandaji.

Agahimba ka 2

Ububasha bwa sentare y'ubudandaji

Ingingo ya 65

Sentare y'ubudandaji ica ku rugero rwa mbere imanza zerekeye :

1° amatati hagati y'abadandaza yerekeye ibikorwa vy' ubudandaji canke ibifatwa nk'ivyo hisunzwe amategeko mu gihe ata zindi sentare zibifitiye ububasha;

2° amatati yerekeye inzandiko z'ubudandaji zemeza imyenda.

Ingingo ya 66

Sentare y'ubudandaji iraca imanza zerekeye ibi bikurikira no mu gihe ababuranyi atari abadandaza :

1° amatati yadutse hagati y'abasangiye ishirahamwe, hagati y'abari mu rwego nshingwantwaro, hagati y'abari mu rwego nshingwantwaro n'abasangiye ishirahamwe, hagati y'abagenduzi b'amakonte n'abari mu rwego nshingwantwaro, hagati y'abagenduzi b'amakonte n'abasangiye ishirahamwe, hagati y'abajejwe guheraheza ishirahamwe ryahomvye, hagati y'abajejwe guheraheza ishirahamwe n'abarisangiye, abari mu rwego nshingwatwaro, abagenduzi b'amakonte canke abajejwe guheraheza ishirahamwe ryahomvye n'abajejwe guhinyuza isuzuma ryakozwe mw ishirahamwe;

2° de tout ce qui concerne les faillites et les concordats y relatifs conformément aux dispositions du Code de commerce;

3° des demandes relatives aux appellations d'origine;

4° des actions en rectification ou en radiation d'inscription au registre de commerce;

5° des demandes aux fins de nomination de commissaires ayant pour mission de vérifier les livres et les comptes des sociétés commerciales;

6° des demandes en matière maritime et fluviale, notamment de l'examen des créances à l'occasion d'une répartition des deniers provenant de l'adjudication d'un bâtiment saisi;

7° des contestations liées au bail commercial.

Article 67

Les jugements rendus par le tribunal de commerce sont susceptibles d'appel.

Article 68

Dans les ressorts des tribunaux de grande instance où il n'est pas encore créé de tribunal de commerce, les actions relevant de sa compétence sont jugées devant la chambre commerciale du tribunal de grande instance à l'exception des tribunaux de grande instance ayant leurs sièges dans la province de Bujumbura.

Tous les litiges commerciaux du ressort de la province de Bujumbura sont jugés devant le tribunal du commerce.

Article 69

Le juge statuant en matière commerciale connaît également des infractions liées à la législation commerciale ainsi qu'à leurs mesures d'exécution.

Sous-section 2

De la Cour d'appel de commerce

Paragraphe 1

De l'organisation de la Cour d'appel de commerce

Article 70

La Cour d'appel de commerce comprend un président, un vice-président, autant de juges et d'agents de l'ordre judiciaire que de besoin.

Article 71

Le siège de la Cour d'appel de commerce est composé d'un président, magistrat de carrière, d'un

2° ivyo vyose vyerekeye uruhombo rw'ishirahamwe n'amasezerano yo kurizamura hisunzwe ibitegekanijwe mu Gitabu c'amategeko agenga ubudandaji ;

3° imburano zerekeye amazina nkomoko y'ibidandazwa;

4° imanza zerekeye uguhindura canke ugufuta ivyanditswe mu gitabu c'ubudandaji;

5° imburano kugira hagenwe abagenduzi b'amakonte bajejwe guhinyuza ibiri mu bitabu n'amakonte y'amashirahamwe y'ubudandaji;

6° imburano zerekeye ibidandazwa bicishwa mu biyaga no mu nzuzi, nk'ukwihweza imyenda yatanzwe igihe c'ukugabangana amafaranga avuye mw'igurishwa biciye mw'ihiganwa ry'ubwato bwafashwe ;

7° amatati yerekeye ugukota ikigikoreshwa mu rudandazwa.

Ingingo ya 67

Imanza zicibwa na sentare y'ubudandaji zirashobora kwunguruzwa.

Ingingo ya 68

Mu turere dukukira sentare nkuru z'igihugu tutarashingwamwo sentare y'ubudandaji, imanza iyo sentare ifitiye ububasha zicibwa n'igisata ca sentare nkuru y'igihugu gisasa mu manza zerekeye ubudandaji kiretse sentare nkuru z'igihugu ziri mu ntara ya Bujumbura.

Imanza zose zerekeye amatati y' ubudandaji zo mu ntara ya Bujumbura zicibwa na Sentare y'ubudandaji.

Ingingo ya 69

Umucamanza asasa mu manza zerekeye ubudandaji araca kandi imanza z'ivyaha zerekeye ukurenga ku mategeko y'ubudandaji no ku ngingo ziyashira mu ngiro.

Agace ka 2

Sentare nkuru zisubiramwo zica imanza zerekeye ubudandaji

Agahimba ka 1

Ingene Sentare nkuru zisubiramwo zica imanza zerekeye ubudandaji ziringanijwe

Ingingo ya 70

Sentare nkuru isubiramwo ica imanza zerekeye ubudandaji igizwe n'umukuru wa sentare, icegera c'umukuru wa sentare, abacamanza, abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza, igitigiri cabo kikavana n'ababa bakenewe.

Ingingo ya 71

Intahe ya Sentare nkuru isubiramwo y'ubudandaji igizwe n'umukuru w'intahe, ategerezwa kuba ari

juge et d'un assesseur assistés d'un greffier et d'un officier du Ministère public près la cour d'appel s'il est expressément requis par le président de la juridiction.

En cas d'empêchement d'un assesseur, celui-ci est remplacé par un magistrat de carrière désigné par le président de la juridiction.

Paragraphe 2

De la compétence de la Cour d'appel de commerce

Article 72

La Cour d'appel de commerce connaît de l'appel des jugements rendus au premier degré par le tribunal de commerce ou par les tribunaux de grande instance statuant en matière commerciale dans leur ressort où il n'est pas encore créé le tribunal de commerce.

Les arrêts de la Cour d'appel de commerce sont susceptibles de cassation.

Section 3

Des Cours administratives

Sous-section 1

De l'organisation des Cours administratives

Article 73

La Cour administrative comprend deux chambres, une chambre de premier degré et une chambre d'appel.

Article 74

La Cour administrative comprend un président et deux présidents des chambres.

Chaque chambre comprend autant de juges et d'agents de l'ordre judiciaire que de besoin.

Article 75

Le siège de la juridiction administrative est composé d'un juge unique assisté d'un officier du Ministère public près la cour d'appel et d'un greffier.

Sous-section 2

De la competence des cours administratives

Article 76

Les Cours administratives connaissent :

1° des recours en annulation pour violation des règles de fond et de procédure, pour incompétence ou pour excès de pouvoir formés contre les décisions prises en dernier ressort par

umucamanza yabigize umwuga, umucamanza n'umufasha w'umucamanza bari kumwe n'umwanditsi w'imanza n'umushikirizamanza akukira Sentare nkuru isubiramwo ica imanza zerekeye ubudandaji iyo yasabwe n'umukuru

Mu gihe umufasha w'umucamanza afatiriwe, asubirirwa n'umucamanza yagize ubucamanza umwuga agenywe n'umukuru wa sentare.

Agahimba 2

Ububasha bw'amasentare y'ubudandaji asubiramwo imanza

Ingingo ya 72

Sentare nkuru zisubiramwo zica imanza zerekeye ubudandaji zakira imanza zaciwe ku rugero rwa mbere na sentare zica imanza zerekeye ubudandaji canke sentare nkuru z'igihugu ziri mu karere zikoreramwo zica imanza zerekeye ubudandaji.

Imanza ziba zaciwe na Sentare nkuru zisubiramwo zirashobora gusamburwa.

Agace ka 3

Sentare isasa mu manza zega Reta

Agahimba k'agace ka 1

Ingene Sentare isasa mu manza zega Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe zitunganijwe

Ingingo ya 73

Sentare isasa mu manza zerekeye Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe igizwe n'ibisata bibiri, igisata gica imanza ku rugero rwa mbere n'igisata c'iyungururizo.

Ingingo ya 74

Sentare isasa mu manza zerekeye Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe igizwe n'umukuru wa sentare hamwe n'abakuru b'ibisata babiri.

Igisata kimwekimwe case kigizwe n'abacamanza hamwe n'abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza, igitigiri cabo kikavana n'ababa bakenewe.

Ingingo ya 75

Intahe ya sentare isasa mu manza zerekeye Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe igizwe n'umucamanza umwe ari kumwe n'umushikirizamanza akukira sentare nkuru isubiramwo hamwe n'umwanditsi w'imanza.

Agahimba ka 2

Ububasha bwa sentare isasa mu manza zega reta

Ingingo ya 76

Sentare isasa mu manza zerekeye Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe zakira :

1° imanza z'abitwara basaba ko hafutwa ingingo zafashwe hatubahirijwe amategeko n'ibikurikizwa mu guca urubanza, kubera sentare yazifashe itari ibifitiye ububasha canke ingingo

les pouvoirs publics et les autorités administratives ;

2° des recours en interprétation, en appréciation de la légalité des décisions, des conventions ou actes de l'administration qui leur sont déférés dans le cadre de leur compétence telle que définie au littéra précédent. Elles peuvent éventuellement annuler ou accorder des dommages et intérêts en réparation du préjudice qui en a résulté ;

3° des recours en validité, exécution, nullité, résolution ou résiliation des contrats administratifs;

4° des actions en responsabilité fondées sur une cause autre que contractuelle ou quasi-contractuelle, lorsque le dommage invoqué est imputable à un fait ou à un agissement de l'administration ou est un dommage résultant de travaux publics ;

5° des recours contre les notations des fonctionnaires et les sanctions disciplinaires prévues par le statut général des fonctionnaires ;

6° des actions en réintégration ou en dommages et intérêts résultant de la violation du statut général des fonctionnaires;

7° des recours contre les décisions prises en matière fiscale et douanière dans les conditions fixées par la réglementation en la matière ;

8° des actions relatives aux incompatibilités attachées aux fonctions et mandats publics ;

9° des contestations relatives à la réquisition par l'Etat des biens mobiliers ou immobiliers ;

10°des contestations relatives à l'expropriation pour cause d'utilité publique ;

11° de l'action en remboursement exercée par l'Etat, ses démembrements ou la commune dans le cadre de l'action récursoire.

zafashwe n'ubutegetsi bwa Reta hamwe n'abategetsi bajejwe ivyerekeye intwaro bitwaje ububasha bafise ;

2° imanza zisaba ko hasobanurwa, hihwezwa ko ingingo, amasezerano canke inzandiko zateguwe n'abajejwe intwaro zisunze amategeko, bikaba vyarungikiwe izo sentare kubera zibifitiye ububasha nk'uko bitomowe mu karongo ka (17). Sentare zica imanza zerekeye Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe zirashobora, iyo bikenewe, gufata ingingo ifuta canke itanga indishi ihuye n'agahombo kajanye n'ivyaha vyakozwe;

3° imanza uwitwara asaba ko amasezerano mu bayagize harimwo Reta canke inzego z'intwaro z'intango yemezwa, ashirwa mu ngiro, agirwa impfagusa, ahagarikwa canke afutwa ;

4° imanza zerekeye abagirizwa amakosa adafatiye ku kurenga amasezerano canke ku bifatwa nkayo mu gihe agahombo uwitwaye yagize katurutse ku gikorwa canke ku nyifato y'abajejwe intwaro canke ku bikorwa vya Reta;

5° imanza umukozi wa Reta yitwara asaba ko amanota yahawe ku kazi canke ibihano yafatiwe n'abamutwara mu kazi bitegekanijwe n'amategeko agenga abakozi ba Reta bisubirwamwo ;

6° imanza abitwara basaba gusubizwa mu kazi canke guhabwa indishi bivuye ku makosa y'ukutubahiriza amategeko agenga abakozi ba Reta;

7° imanza abitwara basaba ko ingingo zafashwe mu bijanye n'amakori na maduwane hisunzwe ibitegekanijwe n'amategeko agenga amakori n'amaduwane zisubirwamwo;

8° imanza zerekeye amakosa ajanye n'ukubangikanya imirimo ya Reta n'amabanga umuntu ajamwo atowe n'abanyagihugu;

9° amatati ajanye n'amatungo yimuka canke ayatimuka Reta yifashishije ;

10° amatati ajanye n'amatongo Reta isohoyemwo beneyo ku neza ya bose ;

11°imanza zijanye n'ukwishuza kwa Reta n'ibisata vyayo amafaranga Reta itegerezwa kuriha uwakorewe amakosa n'uwo Reta yashinze amabanga canke ikomine amafaranga Reta itegerezwa kuriha uwakorewe amakosa n'uwo Reta yashinze amabanga.

Article 77

Dans les limites des dispositions précédentes, le juge administratif peut ordonner à l'administration et spécialement lui prescrire ou interdire de faire un acte ou une opération déterminée.

Ingingo ya 77

Hubahirijwe ingingo zihejeje kuvugwa, umucamanza wa sentare asasa mu manza zerekeye Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe arashobora kubwiriza abajejwe intwaro na canecane kubategeka canke kubabuza gukora igikorwa kanaka.

Article 78

Le juge administratif peut, dans le dispositif de sa décision, offrir à l'administration le choix entre une réparation en nature qu'il détermine et une réparation pécuniaire.

Ingingo ya 78

Umucamanza wa sentare asasa mu manza zerekeye Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe arashobora, mu vyo ategekanya mu ngingo yafashe, guha abajejwe intwaro uburenganzira bwo guhitamwo indishi igizwe n'ibintu we nyene atomora canke igizwe n'amafaranga.

Article 79

Le juge administratif peut encore énoncer un certain nombre d'indications relatives à la conduite que devra suivre tel responsable de l'administration pour se conformer à ladite décision sous peine d'être personnellement condamné à des dommages et intérêts.

Ingingo ya 79

Umucamanza wa sentare asasa mu manza zerekeye Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe arashobora kandi kwerekana bimwebimwe biranga inyifato uwujejwe intwaro yotegerezwa gukurikiza kugira yisunge ingingo yafashwe n'umucamanza, bitagenze uko na ho akaba ari we atangishwa indishi.

Article 80

Tous les litiges d'ordre individuel intéressant les fonctionnaires ou autres agents de l'administration, notamment ceux relatifs à des questions pécuniaires relèvent de la Cour administrative dans le ressort de laquelle se trouve le lieu d'affectation du fonctionnaire ou agent concerné, sous réserve des dispositions suivantes :

1° si la décision à l'origine du litige entraîne un changement d'affectation, la compétence est déterminée par le lieu de la nouvelle affectation ;

2° si la décision prononce une révocation, une mise à la retraite ou toute autre mesure entraînant une cessation définitive d'activité ou si elle concerne un ancien fonctionnaire ou agent sans affectation à la date de la décision, la compétence est déterminée par le lieu de la dernière affectation de ce fonctionnaire ou agent ou, à son choix, par le lieu de résidence au moment de la présentation de la requête introductive d'instance ou de la réception de la décision attaquée;

3° si la décision a un caractère collectif et si elle concerne des agents affectés dans le ressort de plusieurs juridictions administratives, l'affaire relève de la compétence de celle dans le ressort de laquelle siège l'auteur de ladite décision.

Ingingo ya 80

Imanza z'amatati yose yerekeye umukozi umwumwe wa Reta canke uwo mu gisata c'intwaro nk'ayajanye n'ibibazo vy'amafaranga zishikirizwa Sentare ica imanza zerekeye Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe iri aho umukozi wa Reta canke umukozi vyega akorera, hatirengagijwe ingingo zikurikira :

1° iyo ingingo ari yo nkomoko y'amatati yatumye umukozi ahindurirwa aho akorera, ububasha bwo guca urwo rubanza butomorwa hisunzwe aho uwo mukozi arungitswe gukorera

2° iyo ingingo ishinze ko umukozi yirukanwa mu kazi, akukuruka canke iyindi ngingo yose ituma umukozi ahagarika burundu akazi canke iyo ingingo yerekeye uwahora ari umukozi wa Reta canke uwo mu gisata c'intwaro atari bwarungikwe ahandi akorera gushika kw'igenekerezo ingingo yafatiweko, ububasha butomorwa hisunzwe aho yakoreye ubwa nyuma canke aho yaba mu gihe yatangura kwitura sentare canke mu gihe yasomerwa ingingo yitwariye igihe ari ho yahisemwo ;

3° iyo ingingo yerekeye umugwi w'abakozi canke iyo yerekeye abakozi bakorera mu karere gakukira sentare nyinshi zica imanza za Reta n'ibisata bimwebimwe vyazo, sentare ifise ububasha kuri urwo rubanza ni sentare y'aho uwafashe iyo ngingo asasamwo.

Article 81

Les actions en responsabilité fondées sur une cause autre que contractuelle ou quasi-contractuelle relèvent :

1° de la compétence de la juridiction administrative dans le ressort de laquelle le fait générateur s'est produit, lorsque le dommage invoqué est imputable à un fait ou à un agissement de l'administration ou résulte des travaux publics ;

2° de la compétence de la juridiction administrative dans le ressort de laquelle se trouve, au moment de la présentation de la requête introductive d'instance,

Ingingo ya 81

Imanza zerekeye abagirizwa amakosa adafatiye ku kurenga amasezerano y'akazi canke afatiye ku vyumvikanyweko gusa zikurikiranwa na :

1° sentare isasa mu manza zerekeye Reta n'ibisata bimwebimwe vyayo iri mu karere kakorewemwo ikosa, mu gihe agahombo uwitwaye yagiriwe katurutse ku gikorwa canke inyifato y'abajejwe intwaro canke vyaturutse ku bikorwa vya Reta ;

2° sentare isasa mu manza zerekeye Reta n'ibisata bimwebimwe vyayo iri mu karere uwitwaye canke uwa mbere mu bitwaye yarimwo mu gihe yatangura

l'auteur ou le premier des auteurs de la demande s'il est une personne physique, ou son siège s'il est une personne morale, dans tous les autres cas.

Article 82

Dans les ressorts des cours d'appel où il n'est pas établi une cour administrative, les actions relevant de la compétence de celle-ci sont jugées au premier et au second degré par les chambres administratives des cours d'appel statuant en matière administrative, à l'exception des cours d'appel ayant leurs sièges dans les provinces de Gitega et de Bujumbura.

Section 4

De la cour anticorruption

Sous-section 1

De l'organisation de la cour anticorruption

Article 83

L'organisation, le fonctionnement et la procédure suivie devant la cour anticorruption sont déterminés par une loi spécifique.

Sous-section 2

De la compétence de la Cour anticorruption

Article 84

La cour anticorruption est compétente pour connaître les infractions de corruption et les infractions connexes.

Au premier degré, elle connaît des infractions commises par les justiciables ayant le privilège de juridiction devant la cour d'appel

Elle connaît des appels en provenance des chambres anticorruption créées au sein des tribunaux de grande instance.

Article 85

Les arrêts rendus par la cour anticorruption sont susceptibles d'opposition, d'appel devant la chambre judiciaire de la cour suprême et de cassation devant la cour suprême.

Ils sont également susceptibles de révision conformément aux dispositions pertinentes de la loi régissant la cour suprême.

Article 86

Sous la supervision du Procureur Général de la République, le Ministère public près la cour anticorruption recherche à charge des personnes qui ne bénéficient pas du privilège de juridiction prévues par la loi régissant la cour suprême, les infractions de corruption et les infractions connexes à la corruption, reçoit les dénonciations y relatives, fait tous les actes d'instruction et saisit la cour lorsqu'il ne décide pas du classement sans suite.

kwitura sentare igihe ari umuntu, canke icicaro igihe ari ishirahamwe, mu bindi bihe vyose.

Ingingo ya 82

Mu turere dukukira sentare nkuru zisubiramwo tutarashingwamwo sentare isasa mu manza zega Reta, imanza iyo sentare ifitiye ububasha zicibwa ku rugero rwa mbere n'ibisata vya sentare nkuru zisubiramwo zisasa mu manza zega Reta kiretse sentare zisubiramwo zo mu ntara ya Gitega na Bujumbura.

Agace ka 4

Sentare ijejwe kurwanya igiturire

Agahimba ka 1

Ingene itunganijwe

Ingingo ya 83

Ingene sentare irwanya igiturire itunganijwe, ingene ikora n'ingene ivyerekeye imanza bigenda bitomorwa n'ibwirizwa rivyerekeye.

Agahimba ka 2

Ububasha bwayo

Ingingo ya 84

Sentare ijejwe kurwanya igiturire n'ivyaha bifitaniye isano, ni yo ijejwe guca imanza zijanye no gukinga no kurwanya igiturire n'ivyaha bifrtaniye isano.

Iyo sentare iburanisha ubwa mbere abantu bafise uburenganzira bwo kutaburanira muri sentare izo ari zo zose bahabwa n'iri bwirizwa.

Iyo sentare yakira iyungururizwa y'imanza zaciwe n'ibisata bijejwe guca imanza zijanye n'igiturire n'ibindi vyaha bifitaniye isano biri muri sentare nkuru z'igihugu.

Ingingo ya 85

Imanza zaciwe na sentare ijejwe kurwanya igiturire zirashobora gusubirishwamwo, kwungururizwa mu gisata ca sentare Ntahinyuzwa kijejwe guca imanza no gusamburwa n'iyo sentare ntahinyuzwa.

Zirashobora kandi gusabwa gusubirishwamwo hisunzwe ingingo ziyerekeye ziri mw'ibwirizwa rigenga sentare ntahinyuzwa.

Ingingo ya 86

Bihagarariwe n'umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika, umushikirizamanza yegamiye sentare irwanya igiturire aragira amatohoza yisunze ibwirizwa rigenga sentare ntahinyuzwa agaheza agashengeza uwagirizwa mu gihe abonye ibimenyetso vy'icaha bigaragara.

Article 87

Le Ministère public près la cour anticorruption intervient dans l'exécution des décisions de la cour conformément aux dispositions pertinentes de la loi relative aux mesures de prévention et de répression de la corruption et des infractions connexes.

CHAPITRE IV

DES DISPOSITIONS COMMUNES A TOUTES LES JURIDICTIONS

Section 1

Du personnel judiciaire des cours et tribunaux

Article 88

Le personnel judiciaire des cours et tribunaux comprend les magistrats du siège et les agents de l'ordre judiciaire.

La catégorie des magistrats du siège comprend des magistrats de carrière exclusivement affectés à des fonctions judiciaires et des magistrats auxiliaires non exclusivement affectés à ces fonctions.

Article 89

Sont magistrats de carrière, les juges affectés dans les différentes juridictions de la République à l'exception des juges stagiaires.

Sont également magistrats de carrière, les magistrats du siège détachés ou affectés auprès de l'administration centrale du Ministère ayant la justice dans ses attributions, auprès des administrations personnalisées relevant du ministère ayant la justice dans ses attributions, auprès d'autres services de l'Etat ou d'une organisation régionale ou internationale.

Article 90

Sont magistrats auxiliaires :

1° les membres non permanents de la Cour Constitutionnelle;

2° les assesseurs près les tribunaux du travail;

3° les assesseurs près les juridictions de commerce.

Article 91

Les magistrats auxiliaires restent soumis aux statuts de leurs fonctions principales.

Néanmoins, lorsqu'ils exercent la fonction judiciaire, ils sont soumis au régime disciplinaire des magistrats de carrière.

Article 92

Sont agents de l'ordre judiciaire près les cours et tribunaux:

1° les greffiers chefs, greffiers, les commis greffiers et les commis des juridictions ;

Ingingo ya 87

Umushikirizamanza akukira sentare irwanya igiturire arafasha mw'ikurikizwa ry'urubanza na sentare yisunze ibwirizwa rikinga rigahana igiturire.

IGICE CA IV

INGINGO RUSANGI KURI SENTARE ZOSE

Agace ka 1

Abakozi ba sentare zitandukanye

Ingingo ya 88

Abakozi ba sentare bagizwe n'abacamanza basasa mu ntahe hamwe n'abakozi bo mu rwego rw'ubutungane.

Umugwi w'abacamanza basasa mu ntahe ugizwe n'abacamanza bagize ubucamanza umwuga bakora gusa ibikorwa vyerekeye ubucamanza hamwe n'abandi bacamanza bafasha mu butungane badakora gusa uwo murimo.

Ingingo ya 89

Abacamanza bagize ubucamanza umwuga ni abacamanza bakorera muri sentare zitandukanye z'igihugu kiretse abacamanza bacimenyereza akazi.

Abandi babigize ubucamanza umwuga ni abacamanza bashinzwe canke bahawe ayandi mabanga mu Bushikiranganji bw'ubutungane, mu bisata vyitunganiriza ibijanye n'intwaro n'ikigega bikukira Ubushikiranganji bw'ubutungane, mu bindi bisata vya Reta canke mw'ishirahamwe ry'ibihugu Uburundi buherereyemwo canke mpuzamakungu.

Ingingo ya 90

Abacamanza bafasha mu butungane ni aba bakurikira:

1° abacamanza ba sentare yubahiriza lbwirizwa Shingiro bafise ayandi mabanga babangikanije n'ayo;

2° abacamanza bafasha muri sentare z'akazi;

3° abacamanza bafasha muri sentare z'ubudandaji.

Ingingo ya 91

Abacamanza bafasha baguma bagengwa n'amategeko yo mu kazi kabo nyamukuru.

Ariko, igihe bashinzwe amabanga y'ubucamanza, bagengwa n'amategeko agenga abacamanza bagize ubucamanza umwuga

Ingingo ya 92

Abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza ni aba:

1° abanditsi b'imanza bakuru, abanditsi b'imanza, abanditsi bafasha abanditsi b'imanza n'abakarani ba sentare;

2° les huissiers de carrière près toutes les juridictions de la République ainsi que les huissiers indépendants.

L'organisation et le fonctionnement de la profession d'huissiers de justice indépendants sont régis par une loi particulière

Article 93

Le Ministre ayant la justice dans ses attributions peut désigner des huissiers auxiliaires parmi les fonctionnaires des administrations publiques.

Leur acte de désignation fixe leur compétence territoriale.

Ils restent soumis au statut de leurs fonctions principales

Le Ministre en charge de la justice ou son délégué affecte les greffiers chefs, les greffiers, les commis-greffiers, les commis des juridictions et les huissiers.

Article 94

Le greffier assiste le juge dans tous les actes et dresse les procès-verbaux de son ministère. Il les signe avec lui.

Article 95

Le greffier garde les minutes, registres et tous actes de la juridiction près laquelle il est affecté.

Il en délivre les grosses, copies, expéditions ou extraits et dresse les diverses formalités dont l'accomplissement doit être constaté.

Article 96

En cas d'absence ou d'empêchement, le greffier chef est remplacé par un greffier ou, à défaut, par un commis-greffier de la même juridiction.

Article 97

Qu'ils soient de carrière ou auxiliaires, tous les huissiers ont pour mission notamment de signifier les exploits sous la surveillance du président de la juridiction et du greffier chef, d'exécuter les décisions de justice, ordonnances et actes revêtus de la formule exécutoire, de procéder aux ventes publiques des biens meubles en matière d'exécution des jugements et arrêts.

2° abamenyeshamanza bagize ukumenyesha imanza umwuga ba sentare zose za Repuburika hamwe n'abakurikizamanza bigenga.

Ingene umwuga w'abakurikizamanza bigenga utunganijwe n'ingene ukorwa bigengwa n'ibwirizwa rivyerekeye.

Ingingo ya 93

Umushikiranganji ajejwe ubutungane arashobora kugena abamenyeshamanza bunganizi mu bakozi basanzwe bakora akazi ka Reta.

Urwandiko rubagena rurerekana akarere ububasha. bwabo bugarukiramwo. Baguma bagengwa n'amategeko y'akazi kabo nyamukuru.

Umushikirangaji w'ubutungane canke uwo yatumye ni we arungika abanditsi b'imanza bakuru, abanditsi b'imanza, abanditsi bafasha abanditsi b'imanza hamwe n'abamenyeshamanza iyo bakorera.

Ingingo ya 94

Umwanditsi w'imanza arafasha umucamanza mu bikorwa vyose akongera akagira icegeranyo c'imirimo ashinzwe. lvyo vyegeranyo babiterako umukono bompi.

Ingingo ya 95

Umwanditsi w'imanza ni we ashingura inzandiko nkomoko zanditswe n'iminwe zaciriweko imanza, ibitabu n'ivyegeranyo vyose vy'ivyaranguwe na sentare akoreramwo.

Aratanga amakopi y'imanza zaciwe, amakopi y'imanza, inzandiko zirimwo ingingo nkurunkuru z'imanza zaciwe agakora n'urutonde rw'ibikenewe vyose bitegerezwa kugaragara ko vyakozwe.

Ingingo ya 96

Mu gihe umwanditsi w'imanza mukuru yasivye canke yafatiriwe n'ayandi mabanga, asubirirwa n'umwanditsi w'imanza canke atahari na ho agasubirinwa n'uwufasha umwanditsi w'imanza wo muri iyo sentare nyene.

Ingingo ya 97

Baba abamenyashamanza bagize ubumenyeshamanza umwuga canke abafasha b'abamenyeshamanza bafise umurimo canecane wo kumenyesha inzandiko zirimwo ingingo nkurunkuru z'imanza zaciwe bahagarikiwe n'Umukuru wa sentare hamwe n'umwanditsi w'imanza mukuru, uwo gukurikiza ingingo z'ubutungane, ingingo n'ivyemezo vy'uko zokurikizwa, uwo kugurisha icamunara amatungo yimuka mu ntumbero yo gushira mu ngiro ingingo zafashwe na sentare.

Article 98

En matière de propriétés foncières, l'exécution des jugements est assurée par les juges des tribunaux de résidence assistés d'un greffier, avec le concours des notables collinaires ou des quartiers en cas de besoin.

Article 99

Les greffiers peuvent faire office d'huissier lorsque la juridiction n'en est pas pourvue ou en cas d'empêchement.

Section 2

Du règlement d'ordre intérieur des cours et tribunaux

Article 100

Le règlement d'ordre intérieur des cours et tribunaux est fixé par ordonnance du Président de la Cour Suprême après approbation du Conseil Supérieur de la Magistrature.

Il en est de même du règlement d'ordre intérieur des greffes et du service de l'huissariat.

Article 101

Le règlement d'ordre intérieur des cours et tribunaux fixe notamment les principes relatifs :

1° à l'organisation et au fonctionnement des juridictions ;

2° à la tenue des audiences;

3° à l'inscription au rôle;

4° aux conclusions et plaidoiries ;

5° à la communication des dossiers au Ministère public;

6° au contrôle hiérarchique et aux rapports mensuels et annuels;

7° aux vacances judiciaires ;

8° à la gestion du patrimoine.

Section 3

Du contrôle et de l'encadrement des juridictions

Article 102

Chaque juridiction a un devoir de contrôle et d'encadrement sur les juridictions immédiatement inférieures.

Article 103

Dans chaque juridiction, le président est chargé de l'ordre et de l'organisation du service.

A cet effet, chaque président d'une juridiction doit exercer un contrôle sur la juridiction inférieure et sur les décisions judiciaires qui ont fait objet de recours devant la juridiction qu'il préside.

Ingingo ya 98

Ku vyerekeye amatongo, ikurikizwa ry'imanza zaciwe rigirwa n'abacamanza ba Sentare z'intango, bari kumwe n'umwanditsi w'imanza bafadikanijwe n'abagize lntahe yo ku mugina igihe bakenewe.

Ingingo ya 99

Abanditsi b'imanza barashobora kurangura umurimo w'abamenyeshamanza mu gihe sentare ata mumenyeshamanza isanganywe canke mu gihe yafatiriwe.

Agace ka 2

Amategeko ntunganyabikorwa ya sentare zitandukanye

Ingingo ya 100

Amategeko ntunganyabikorwa ya sentare zitandukanye ashingwa n'ingingo y'Umukuru wa Sentare ntahinyuzwa abanje kwemezwa n'lnama nkuru y'Ubucamanza.

Ni co kimwe no ku mategeko ntunganyabikorwa agenga abanditsi b'imanza n'abamenyeshamanza.

Ingingo ya 101

Amategeko ntunganyabikorwa ya sentare zitandukanye ashinga canecane ingingo ngenderwako zijanye na :

1° ingene sentare ziringanijwe n'ingene zikora ;

2° ingene intahe zisasa ;

3° ingene imanza zishirwa ku rutonde rw'izizoburanishwa ;

4° ingene imburano n'ibisabwa bishikirizwa ;

5° ingene idosiye z'imanza zishikirizwa ubushikirizamanza;

6° ingene isuzuma rigirwa n'abarongoye abandi hamwe n'ivyegeranyo vyo ku kwezi ku kwezi n'ivyo ku mwaka ku mwaka;

7° uburuhuko bw'abacamanza;

8° itunganywa ry'amatungo ya sentare.

Agace ka 3

Ugusuzuma n'ugukurikirana sentare

Ingingo ya 102

Sentare imwe imwe yose itegerezwa gusuzuma no gukurikirana ibikorwa vya sentare ziyikukira.

Ingingo ya 103

Muri sentare imwemwe yose, Umukuru wa sentare ajejwe gutunganya no kuringaniza imirimo ya sentare.

Kubera ivyo, Umukuru wa sentare arakurikirana sentare ziri munsi y'iyo atwara hamwe n'ingingo z'izo sentare zungururijwe muri sentare atwara.

Il exerce également un contrôle sur la qualité des décisions judiciaires rendues par la juridiction sous son autorité.

Il exerce cette attribution en concertation avec le vice-président et les présidents des chambres s'il échoit.

Arakurikirana kandi ko ingingo zishingwa na sentare atwara zitagira agatosi.

lvyo abikora abigiye inama n'icegera c'umukuru wa sentare n'abakuru b'ibisata vy'iyo sentare iyo bihari.

Section 4

De l'exercice de la fonction juridictionnelle et de l'itinérance

Article 104

Sans préjudice de règles particulières aux juridictions spécialisées, les magistrats du siège exercent leur fonction conformément à la présente loi organique, au règlement d'ordre intérieur et à l'organisation du service.

Article 105

Les juridictions peuvent siéger dans les localités de leur ressort si elles l'estiment nécessaire à la bonne administration de la justice.

Le déplacement n'empêche pas l'exercice de la fonction juridictionnelle au siège ordinaire.

Article 106

Les magistrats du siège appelés à se déplacer sont désignés par le président de la juridiction dont ils relèvent.

Article 107

Dans l'intérêt d'une bonne administration de la justice, le Ministère public peut, en matière délictuelle ou criminelle, requérir la tenue d'une audience dans une autre localité déterminée.

Le président de la juridiction statue sur cette requête par ordonnance motivée non susceptible de recours.

Agace ka 4

Ingene sentare zikora n'ingene zihindura akarere zisasamwo

Ingingo ya 104

Hatirengagijwe amategeko agenga sentare zica imanza zerekeye igisata kanaka, abacamanza basasa mu ntahe barangura umurimo wabo bisunze iri bwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro, amategeko ntunganyabikorwa hamwe n'ingingo ziringaniza akazi.

Ingingo ya 105

Sentare zirashobora gusasa mu turere dukukira izo sentare iyo bikenewe ku neza y'ubutungane.

Ukuba sentare ija gusasa mu kandi karere ntibibuza ko imirimo ibandanya aho yari isanzwe isasira.

Ingingo ya 106

Abacamanza barungikwa kuja gusasa mu kandi karere bagenwa n'Umukuru wa sentare basanzwe bakoreramwo.

Ingingo ya 107

Mu ntumbero y'ugutunganiriza abantu neza, Umushikirizamanza arashobora, mu manza zerekeye ivyaha bisanzwe canke bikomeye, gusaba ko imanza ziburanishirizwa ahatari mu ngoro za sentare mu karere kanaka.

Umukuru wa sentare arashinga ingingo ivyerekeye itangiwe imvo idashobora kungururizwa.

Section 5

Des chambres spécialisées

Article 108

Il peut être institué par ordonnance du Ministre ayant la justice dans ses attibutions au sein des juridictions une ou, selon les besoins, plusieurs chambres spécialisées pour telle ou telle catégorie d'affaires.

Article 109

Les chambres instituées au sein d'une juridiction comprennent, un président, autant de juges et de greffiers que de besoin.

Article 110

La composition du siège ainsi que le rôle des affaires appelées en audience publique par une chambre sont fixés par le président de la juridiction sur proposition du président de la chambre concernée.

Agace ka 5

Ibisata bidasanzwe bikurikirana imanza kanaka

Ingingo ya 108

Harashobora gushingwa muri sentare, biciye mw'itegeko ry'Umushikiranganji ajejwe ubutungane, igisata kimwe canke, iyo bikenewe, ibisata vyinshi bidasanzwe bijejwe gukurikirana imanza kanaka.

Ingingo ya 109

Ibisata bishinzwe muri sentare bigizwe n'umukuru w'ico gisata, abacamanza, hamwe n'abanditsi b'imanza, igitigiri cabo kikavana n'ibiba bikenewe.

Ingingo ya 110

Abasasa mu ntahe hamwe n'urutonde rw'imanza zizoburanishwa mu ntahe y'icese mu gisata kimwekimwe bitunganywa n'Umukuru wa sentare abisabwe n'Umukuru w'igisata vyerekeye.

Article 111

Les juges affectés dans les différentes chambres spécialisées peuvent en outre dans l'intérêt du service et sur décision du président de la juridiction, juger d'autres cas introduits devant cette juridiction.

Ingingo ya 111

Abacamanza barungitswe gukorera mu bisata bidasanzwe bashobora kandi, ku neza y'akazi babiherewe uruhusha n'Umukuru wa sentare barungitswemwo, guca n'izindi manza zitwariwe muri iyo sentare.

Section 6

De la détermination de la compétence civile des cours et tribunaux

Sous-section 1

De la compétence matérielle

Agace ka 6

Ububasha bwa sentare zitandukanye mu manza z'amatati

Agahimba k'agace ka 1

Ububasha bwa sentare mu manza zerekeye ibintu

Article 112

En matière civile, la compétence matérielle des juridictions est déterminée par la nature et le montant de la demande.

Ingingo ya 112

Mu manza z'amatati zerekeye ibintu, ububasha bwa sentare butomorwa hafatiwe ku bwoko bw'ikintu catumye haba amatati n'igitigiri c'amafaranga asabwa

Article 113

Les fruits, intérêts, dommages et intérêts, frais et autres accessoires ne sont ajoutés au principal que s'ils ont une cause antérieure à la demande.

Ingingo ya 113

Umwimbu, inyungu, indishi, amafaranga yakoreshejwe n'ibindi vyiyongera, vyongerwa ku casabwe nyamukuru ari uko icatumye umwimbu canke inyungu iboneka, indishi n'ayo yandi mafaranga asabwa cabaye imbere yuko urubanza rushingwa.

Article 114

Lorsqu'une demande a plusieurs chefs qui proviennent de la même cause, ceux-ci sont cumulés pour déterminer la compétence.

Ingingo ya 114

Mu gihe urubanza rufise ibirego vyinshi bivuye ku mvo imwe, ivyo birego birateranywa kugira hatomorwe sentare irufitiye ububasha.

Article 115

Lorsque la somme réclamée fait partie d'une créance plus forte qui est contestée, le montant de celle-ci détermine la compétence.

Ingingo ya 115

Mu gihe amafaranga yishuzwa ari mu bigize umwenda urengeye ayategerezwa kwishuzwa yatumye haba amatati, igitigiri c'ayo mafaranga ni co gifatirwako mu gutomora sentare ifise ububasha kuri urwo rubanza.

Article 116

Lorsqu'une demande est formée par plusieurs demandeurs ou contre plusieurs défendeurs en vertu d'un même titre, la somme totale réclamée fixe la compétence.

Ingingo ya 116

Mu gihe urubanza rurimwo abitwaye benshi canke abitwariwe benshi ku mvo imwe, igitigiri c'amafaranga yose asabwa ni co gituma hatomorwa sentare ifise ububasha kuri urwo rubanza.

Article 117

Dans les contestations sur la validité ou sur la résiliation d'un bail, la valeur du litige est déterminée en cumulant dans le premier cas, les loyers pour toute la durée du bail et, dans le second cas, les loyers à échoir.

Ingingo ya 117

Mu matati yerekeye kugumizaho canke gufuta amasezerano yo gukota, agaciro k'icatumye haba amatati gaharurwa, ku vyerekeye kugumizaho amasezerano, mu guteranya amafaranga yose yo gukota y'ikiringo cose, ku vyerekeye ifutwa ry'amasezerano naho, mu guteranya amafaranga yari ageze kurihwa.

Article 118

Dans les contestations entre le créancier et le débiteur relatives aux privilèges ou aux hypothèques, la compétence est déterminée par le montant de la créance garantie.

Ingingo ya 118

Mu matati ari hagati y'uwuheraniwe n'uwuheranye ashingiye ku burenganzira bwo kurihwa imbere y'abandi canke ku ngwati ifatiye ku matungo atimuka, ububasha bwa sentare kuri urwo rubanza butomorwa hafatiwe ku gitigiri c'umwenda watangiwe ingwati.

Article 119

Lorsque les bases de calcul prévues aux articles 112 à 118 de la présente loi organique font défaut, la juridiction évalue le litige.

Article 120

Les demandes reconventionnelles n'exercent, quant à la compétence, aucune influence sur la demande originelle.

Article 121

Toute juridiction peut, dans les limites de sa compétence, opérer, autoriser et valider les saisies.

Sous-section 2

De la compétence territoriale

Article 122

Sans préjudice des dispositions particulières et à défaut d'accord entre les parties, la juridiction du domicile du défendeur est seule compétente pour connaître de la cause.

Article 123

Lorsqu'il y a plusieurs défendeurs, la cause est portée, au choix du demandeur, devant la juridiction du domicile de l'un d'eux.

Article 124

Lorsqu'un domicile a été élu pour l'exécution d'un acte, l'action afférente à cet acte peut également être portée devant la juridiction du domicile élu.

Article 125

Par dérogation aux dispositions des articles 112 à 118 de la présente loi organique, les actions sont portées devant les juridictions suivantes :

1° en matière mixte portant à la fois sur la contestation d'un droit réel et d'un droit personnel, devant la juridiction de la situation des lieux de la chose, du domicile ou de la résidence du défendeur;

2° en matière de pension alimentaire, devant la juridiction du lieu du domicile ou de la résidence du défendeur ou du demandeur, au choix de ce dernier;

3° en matière de prestations de soins médicaux ou de nourriture, devant la juridiction du lieu où les soins ont été donnés ou la nourriture fournie ;

4° en matière de réparation de dommages, devant la juridiction du lieu où le fait dommageable s'est produit ou devant celui du domicile du défendeur, au choix du demandeur;

5° en matière de fournitures, de travaux, de locations, de louages d'ouvrages ou d'industrie, devant la juridiction du lieu où la

Ingingo ya 119

Mu gihe ibifatirwako mu guharura bitegekanijwe kuva ku ngingo ya 112 gushika ku ya 118 bitariho, sentare irashinga agaciro k'icateye amatati.

Ingingo ya 120

Ukwitwarira uwakwitwariye, ntaco bihindura ku rubanza rwashingishijwe ubwa mbere, mu vyerekeye ububasha bwa sentare

Ingingo ya 121

Sentare irashobora, hubahirijwe ububasha ifise, gufata, kurekurira n'ukwemeza ifatwa ry'ibintu.

Agahimba k'agace ka 2

Akarere sentare ifisemwo ububasha

Ingingo ya 122

Hatirengagijwe ingingo zidasanzwe zivyerekeye n'igihe ababuranyi batumvikanye, sentare iri mu karere uwitwariwe abamwo ni yo yonyene ifise ububasha bwo guca urubanza.

Ingingo ya 123

Mu gihe hari abitwariwe benshi, uwitwara ni we ahitamwo sentare ashaka iri mu karere umwe mu bitwariwe abamwo.

Ingingo ya 124

Mu gihe hari ikibanza camenyeshejwe ko ari co kizokurikizwamwo ingingo, urubanza rujanye n'iyo ngingo rushobora kandi gushingishwa muri sentare y'aho ico kibanza kiri.

Ingingo ya 125

Hirengagijwe ibitegekanijwe mu ngingo ziva ku ya 112 gushika ku ya 118, imanza zishingishwa muri sentare zikurikira :

1° mu vyerekeye urusukirane rw'amatati afatiye ku burenganzira ku bintu canke uburenganzira bwa muntu, muri sentare y'aho amatati yabereye canke y'aho uwitwaye aba canke iy'aho uwitwariwe afise urugo canke sentare y'aho uwitwariwe aba ;

2° mu vyerekeye urubanza rujanye n'ugusaba ibirezo, ni muri sentare y'aho uwitwariwe afise urugo canke aho aba canke sentare y'aho uwitwaye aba mu gihe ari yo ahisemwo;

3° mu vyerekeye amatati afatiye ku bikorwa vy'ukuvura canke vy'ugutanga ibifungurwa, ni muri sentare y'ahabereye ivyo bikorwa vy'ubuvuzi canke ahatangiwe ibifungurwa;

4° mu vyerekeye ugutanga indishi ni muri sentare y'aho igisabirwa indishi cononekariye canke muri sentare y'aho uwitwariwe afise urugo, mu gihe uwitwaye ari ho yahisemwo;

5° mu vyerekeye amasezerano y'ugutanga ibidandazwa, ugukora ibikorwa, ugukotesha, amasezerano y'ugupatana ibikorwa canke

convention a été contractée ou exécutée, lorsque l'une des parties est domiciliée en ce lieu; à défaut, devant la juridiction du lieu du domicile du défendeur;

ibihingurwa, ni muri sentare y'aho amasezerano yagiriwe canke yashiriwe mu ngiro mu gihe umwe mu bagiraniye amasezerano ari ho afise urugo canke mu gihe iyo sentare itahari na ho, urubanza rushingishwa muri sentare y'aho uwitwariwe afise urugo ;

6° en matière de travaux publics, devant la juridiction du lieu de la passation du marché ;

6° mu vyerekeye ibikorwa vya Reta, ni muri sentare y'aho ibikorwa vyaranguriwe;

7° en matière de contrats dans lesquels l'Etat ou une autre collectivité publique est partie, devant la juridiction du lieu où le contrat a été signé ;

7° mu vyerekeye amasezerano Reta canke urwego rw'intwaro rwagize, ni muri sentare y'aho amasezerano yashiriweko umukono ;

8° en matière de contestations relatives aux correspondances, objets recommandés et envois de valeurs déclarées et colis postaux, devant la juridiction du domicile de l'expéditeur ou devant celui du domicile du destinataire, au choix de la partie la plus diligente ;

8° mu vyerekeye amatati ajanye n'amakete yarungitswe, ibintu bicishwa mw'iposita bigatangirwa icemezo ko vyakiriwe, ibirungikwa agaciro kavyo kamenyeshejwe hamwe n'imizigo icishwa mw'iposita, ni muri sentare y'aho uwarungitse ibintu afise urugo canke muri sentare y'aho uwabirungikiwe afise urugo, mu gihe uwabisavye ari yo sentare yahisemwo ;

9° en matière d'impôts directs et taxes, devant la juridiction du lieu où l'impôt ou la taxe est dû;

9° mu vyerekeye amakori atozwa ku matungo hamwe n'amatagisi ni muri sentare y'aho ayo makori canke amatagisi bitangirwa;

10° en matière de succession, devant la juridiction du lieu où la succession est ouverte ;

10°mu vyerekeye ugutorana ni muri sentare y'aho ibijanye n'ugutorana vyagiriwe ;

11° en matière d'incapacité, d'émancipation, d'interdiction ou de révocation d'un tuteur, devant le tribunal du lieu d'ouverture de la succession ou du domicile de ceux qui sont frappés d'incapacité, au choix de ceux-ci ou de leur représentant légal ; s'ils n'ont pas de domicile au Burundi, devant la juridiction du lieu du domicile du défendeur;

11° mu vyerekeye ugutakaza uburenganzira bw'ukuba umurezi, ugukuza umwana, ukubuza umurezi kubandanya amabanga y'uburezi canke ukwakwa burundu ayo mabanga, ni muri sentare yugururiwemwo ibijanye n'ugutorana canke iy'ahari urugo rw'abafatiwe iyo ngingo canke urw'abo iyo ngingo yatumye baronka akarusho mu gihe ari yo sentare bahisemwo canke uwubaserukira imbere y'amategeko ari we yayibahitiyemwo canke bataba mu Burundi na ho, ni muri sentare y'aho uwitwariwe afise urugo ;

12° en matière de société, devant la juridiction du lieu du siège social ;

12°mu vyerekeye ishirahamwe, ni muri sentare y'aho iryo shirahamwe rifise icicaro ;

13° en matière de faillite, devant la juridiction du lieu du domicile ou de la dernière résidence du failli;

13°mu vyerekeye uruhombo, ni muri sentare yaho uwahomvye afise urugo canke yabaye ubwa nyuma ;

14° en toute autre matière commerciale, le demandeur peut, au choix, porter son action, soit devant la juridiction du domicile du défendeur, soit devant celui dans le ressort duquel l'exécution devait être effectuée;

14° mu zindi manza zose zerekeye ubudandaji, uwitwaye ashobora guhitamwo gushingisha urubanza muri sentare y'aho uwitwariwe afise urugo canke muri sentare iri mu karere k'aho ingingo izofatwa izokurikirizwamwo ;

15° en matière d'assurance, dans toutes les instances relatives à la fixation et au règlement des indemnités dues, devant la juridiction du domicile ou de la résidence de l'assuré, ou devant la juridiction du lieu où s'est produit le fait dommageable;

15° mu vyerekeye uguteganiriza impanuka, mu manza zose zijanye n'ugushinga n'ugutanga inshumbusho zitegerejwe, ni muri sentare y'aho uwuteganirizwa impanuka afise urugo canke aho aba canke muri sentare y'aho igisabirwa indishi cononekariye;

16° en matière d'assurance des immeubles ou de meubles par nature, la compétence est attribuée à la juridiction du lieu de la situation des objets assurés.

Article 126

La compétence territoriale en matière sociale est déterminée ainsi qu'il suit :

1° en matière de contrat de travail et d'apprentissage, devant le tribunal de la situation de l'établissement lorsque le travail a lieu dans un établissement ou celui du lieu où l'engagement a été contracté ou exécuté pour le travail en dehors de l'établissement;

2° en matière de sécurité sociale, celui du domicile du défendeur;

3° en matière d'accidents du travail, celui dans le ressort duquel s'est produit l'accident.

Toutefois, lorsque l'accident s'est produit dans le ressort d'un tribunal autre que celui dans lequel réside la victime, celle-ci ou ses ayants droit peuvent opter pour le tribunal de leur résidence ;

4° en matière de maladies professionnelles, celui de la résidence du travailleur ou de ses ayants droit.

Article 127

La juridiction administrative territorialement compétente est celle :

1° dans le ressort de laquelle a légalement son siège l'autorité qui a pris la décision attaquée ;

2° de la résidence du demandeur ;

3° de la situation des biens ;

4° du lieu de la conclusion du contrat;

5° du lieu du fait dommageable si ce fait est imputable à une décision.

La juridiction administrative du siège de l'autorité ayant pris la décision attaquée, est également compétente pour connaître de l'action en indemnité imputable à la décision querellée, ainsi que des recours en interprétation et appréciation de la légalité de l'acte litigieux intervenant sur renvoi de l'autorité judiciaire.

Article 128

La juridiction administrative territorialement compétente pour connaître d'une demande principale l'est également pour toute demande accessoire, incidente ou reconventionnelle relevant

16° mu vyerekeye uguteganiriza impanuka mu bijanye n'ibitimuka canke ivyimuka, ububasha buhabwa sentare y'ahari ibintu vyateganirijwe.

Ingingo ya 126

Ububasha bwa Sentare mu karere kanaka mu vyerekeye ugutegekaniriza kazoza abakozi butomorwa uku gukurikira:

1° mu vyerekeye amasezerano y'akazi n'ayo kwiga umwuga, urubanza rushingishwa muri Sentare iri mu karere ishirahamwe rikoreramwo mu gihe akazi kakorewe muri iryo shirahamwe canke muri sentare y'aho amasezerano yapfundikiwe canke yashiriwe mu ngiro mu gihe akazi kakorewe ahatari mw'ishirahamwe ;

2° mu vyerekeye ugutegekaniriza kazoza abakozi, urubanza rushingishwa muri Sentare y'aho uwitwariwe aba;

3° mu vyerekeye amasanganya y'akazi, urubanza rushingishwa muri sentare y'aho isanganya ryabereye.

Ariko, mu gihe isanganya ryabereye mu karere gakukira sentare itari iyo aho uwagize isanganya aba, uwo yagize isanganya canke abafise uburenganzira bwo kumutorana barashobora guhitamwo sentare y'aho baba;

4° mu vyerekeye indwara ziturutse ku kazi, urubanza rushingishwa muri sentare y'aho umukozi aba canke ahaba abafise uburenganzira bwo kumutorana.

Ingingo ya 127

Sentare ica imanza za Reta ifise ububasha mu karere kanaka ni iyo :

1° mu karere karimwo ibiro vya sentare umutegetsi yafashe ingingo yitwariwe akoreramwo ;

2° aho uwitwaye aba;

3° aho amatungo ahereye ;

4° aho amasezerano yagiriwe;

5° ahari icateye agahombo iyo kavuye ku ngingo yafashwe.

Sentare isasa mu manza zerekeye Reta n'ibisata bimwebimwe vyayo yo mu karere karimwo ibiro vya sentare umutegetsi yafashe ingingo yitwariwe akorera ifise kandi ububasha bwo guca urubanza rwerekeye indishi iturutse ku ngingo iteye amatati hamwe n'ingingo zisabirwa insiguro n'ukwihwezwa ko imanza z'amatati zarungitswe n'umukuru wa sentare zisunga amategeko.

Ingingo ya 128

Sentare ica imanza za Reta mu karere kanaka ifise ububasha bw'ukwakira ibirego nyamukuru urubanza rushingiyeko ni yo nyene ifise ububasha bw'ukwakira ibirego vy'iyongera, ivyiyadukiza canke

de la compétence des juridictions administratives.

Article 129

En matière immobilière, l'action doit être portée devant la juridiction de la situation de l'immeuble.

Si l'immeuble est situé dans différents ressorts, la compétence est déterminée par la partie de l'immeuble la plus étendue.

Toutefois, le demandeur peut opter pour la juridiction de la partie de l'immeuble dans laquelle le défendeur a son domicile.

Article 130

En matière mobilière, l'action peut être portée devant la juridiction du lieu dans lequel l'obligation est née ou dans lequel elle doit être ou a été exécutée.

Article 131

La juridiction du siège social de la société ou, à défaut, celle de son domicile élu, est seule compétente pour connaître :

1° des contestations entre associés ou entre administrateurs ou gérants et associés ;

2° des contestations relatives à la dissolution et à la liquidation de la société.

Article 132

Les actions dirigées contre les administrateurs, curateurs, comptables et autres mandataires commis par justice doivent être portées devant la juridiction qui les a désignés.

Article 133

Les étrangers et les burundais qui n'ont au Burundi ni domicile, ni résidence, ni domicile élu peuvent être assignés devant les juridictions burundaises, soit par un burundais, soit par un étranger, dans les cas suivants :

1° lorsque le demandeur a au Burundi, un domicile ou une résidence ou s'il y a fait élection de domicile;

2° en matière immobilière quand l'immeuble est situé au Burundi ;

3° lorsque l'obligation qui sert de base à la demande est née, a été ou doit être exécutée au Burundi ;

4° lorsque l'action est relative à une succession ouverte au Burundi ;

5° lorsqu'il s'agit de demandes en validité ou en main levée de saisies fonnées au Burundi ou de

ivy'ukwitwarira uwari yashingishirije uwundi biva ku bubasha bwa sentare zica imanza za Reta.

Ingingo ya 129

Mu vyerekeye ibitimuka, urubanza rucibwa na sentare iri mu karere ivyo bitimuka birimwo.

Mu gihe ikitimuka kiri mu turere dukukira sentare nyinshi, ububasha k'urubanza buhabwa sentare irimwo igice kinini c'ico kitimuka.

Ariko, uwitwara arashobora gushingisha urubanza muri sentare iri mu karere karimwo igice c'ikitimuka uwitwarirwa abamwo.

Ingingo ya 130

Ku vyerekeye amatungo yimuka, urubanza ruyerekeye rushobora gushingishwa muri sentare y'aho amasezerano yabereye canke aho ategerezwa gushirirwa mu ngiro canke yashiriwe mu ngiro.

Ingingo ya 131

Sentare iri mu karere ishirahamwe rifisemwo icicaro canke, kitahari naho, sentare y'aho ishirahamwe ryitoreye gukorera ni yo yonyene ifise ububasha bwo kwakira imanza zerekeye :

1° amatati ari hagati y'abasangiye ishirahamwe canke ari hagati y'abagize urwego nshingwantwaro canke hagati y'abajejwe gutunganya ishirahamwe n'abasangiye ishirahamwe;

2° amatati ajanye n'ugusambura ishirahamwe n'ayerekeye uguheraheza ishirahamwe ryahomvye.

Ingingo ya 132

Imanza zo kwitwarira abagize urwego nshingwantwaro, abajejwe gutunganya urudandaza rwahomvye, abajejwe guharura amafaranga yinjira n'ayasohoka y'ishirahamwe n'abandi bose bagenywe n'ubutungane zitegerezwa gushingishwa muri sentare yabagenye.

Ingingo ya 133

Abanyamahanga n'abarundi badafise urugo mu Burundi, batahaba canke batahatoye ko ari ho babarizwa barashobora kurengutswa n'umurundi canke n'umunyamahanga muri Sentare z'Uburundi mu bihe bikurikira:

1° igihe uwitwaye afise mu Burundi urugo, ari ho aba canke ari ho yatoye ko abarizwa ;

2° mu manza zerekeye ibitimuka mu gihe ikitimuka kiri mu Burundi ;

3° igihe imvo nyamukuru y'urubanza yatanguriye, yabereye canke itegerezwa gukurikirizwa mu Burundi ;

4° igihe urubanza rwerekeye ugutorana rwashingishirijwe mu Burundi ;

5° igihe ari imanza zerekeye ukwemeza canke gukuraho ingingo yo gufatisha ibintu yafatiwe mu

toutes autres mesures provisoires ou conservatoires;

6° lorsque la demande est connexe à un procès déjà pendant devant une juridiction burundaise ;

7° lorsqu'il s'agit de faire déclarer exécutoires au Burundi des décisions judiciaires rendues ou les actes authentiques passés en pays étrangers;

8° lorsqu'il s'agit d'une contestation en matière de faillite, quand cette faillite est ouverte au Burundi;

9° lorsqu'il s'agit d'une demande en garantie ou d'une demande reconventionnelle, quand la demande originaire est pendante devant une juridiction burundaise ;

10° dans les cas où il y a plusieurs défendeurs dont l'un a son domicile ou sa résidence au Burundi;

11° quand le navire ou le bâtiment poursuivi pour des faits commis dans les eaux étrangères se trouve dans les eaux burundaises au moment de l'assignation ;

12° quand l'avion poursuivi pour des faits commis dans l'espace aérien étranger se trouve dans l'espace aérien burundais au moment de l'assignation;

13° en cas d'abordage ou d'assistance d'un navire dans les eaux étrangères pour autant que le bâtiment contre lequel les poursuites sont exercées se trouve dans les eaux territoriales burundaises au moment de l'assignation.

Article 134

Si les différentes circonstances indiquées à l'article 133 de la présente loi organique ne permettent pas de déterminer la compétence des juridictions burundaises à l'égard des étrangers, le demandeur peut saisir la juridiction burundaise du lieu où il a son domicile ou sa résidence ou de l'objet du litige.

Article 135

Les demandes en garantie et autres demandes incidentes, les interventions et les demandes reconventionnelles doivent être portées devant la juridiction saisie de la demande principale.

Toutefois, s'il apparaît, de toute évidence, que la demande initiale a été portée devant une juridiction pour traduire la partie appelée hors de la juridiction compétente, le demandeur est renvoyé à mieux se pourvoir.

Burundi canke izindi ngingo zose z'imfatakibanza canke z'agateganyo ;

6° igihe ibisabwa bifitaniye isano n'urundi rubanza ruriko ruraburanishwa muri sentare yo mu Burundi ;

7° igihe ari ugusaba kwemeza ko urubanza rwaciriwe mu kindi gihugu canke urwandiko rwemerejwe mu kindi gihugu rukurikirizwa mu Burundi;

8° igihe ari amatati ajanye n'uruhombo, igihe urubanza rujanye n'urwo ruhombo rwashingishirijwe mu Burundi ;

9° igihe ari urubanza rusaba ko hatangwa ingwati canke ari urubanza rw'uwitwarira uwamwitwariye, urwo rubanza rw'uwitwaye ubwa mbere ruba rukiriko ruraburanishirizwa mu Burundi ;

10°mu gihe ari urubanza rurimwo abitwariwe benshi, umwe muri bo akaba afise urugo mu Burundi canke ari ho aba;

11° mu gihe ari ubwato bukurikiranwa ku vyo bwakoze buri mu mazi yo mu kindi gihugu, bukaba buri mu mazi y'Uburundi mu gihe hatangwa umutahe w'ukuburengukisha imbere ya sentare ;

12° mu gihe ari indege ikurikiranwa ku bintu yakoze iri mu kirere co mu kindi gihugu iri mu kirere c'uburundi mu gihe hatangwa umutahe w'ukuyirengukisha imbere ya sentare ;

13° mu gihe ari ubwato bwagoganye n'ubundi canke ari ugufasha ubwato buri mu mazi y'ikindi gihugu igihe ubwato bukurikiranwa buba buri mu mazi y'Uburundi mu gihe hatangwa umutahe w'ukuburengukisha imbere ya sentare.

Ingingo ya 134

Iyo ibishobora gushika vyavuzwe mu ngingo ya 133 y'iri bwirizwa ryunganira lbwirizwa Shingiro bidatuma hatomorwa sentare z'Uburundi zifise ububasha bw'uguca imanza zerekeye abanyamahanga, uwitwaye arashobora kwitura sentare y'Uburundi y'aho afise urugo canke iy'aho aba, canke sentare y'aho amatati yabereye.

Ingingo ya 135

Imanza zisaba ko hatangwa ingwati n'izindi manza zivuka urubanza ruriko ruraburanishwa, abasaba kwinjira mu rubanza rwashingishijwe n'abandi hamwe n'imanza z'ukwitwarira ababitwariye, ziburanishwa muri sentare yashingishijwemwo urubanza nyamukuru.

Ariko, iyo bigaragaye ko urubanza rwashingishijwe ubwa mbere muri sentare kugira harengutswe uwitwariwe muri sentare atari iyo asanzwe aburaniramwo, uwitwaye aca arungikwa muri sentare yategerezwa kumwitwariramwo.

Section 7

De la compétence territoriale des cours et tribunaux en matière répressive

Article 136

En matière répressive, sont compétentes les juridictions de jugement:

1° du lieu où l'infraction a été commise ;

2° du lieu du domicile ou de résidence du prévenu;

3° du lieu où le prévenu a été trouvé.

Par dérogation aux règles de la compétence territoriale, les juridictions peuvent siéger dans la localité où sont détenus les prévenus poursuivis devant elles.

Article 137

Lorsque deux affaires, ayant le même objet et provenant de la même infraction, sont pendantes devant deux juridictions différentes, la juridiction du lieu de l'infraction sera préférée à la juridiction de la résidence du prévenu et celle-ci à la juridiction du lieu où le prévenu est arrêté.

Article 138

Lorsque plusieurs personnes sont poursuivies conjointement comme auteurs ou complices d'une infraction ou d'infractions connexes, la juridiction compétente au point de vue territorial pour juger l'infraction la plus grave, est compétente pour juger toutes les autres infractions.

Article 139

Lorsqu'une personne est poursuivie simultanément du chef de plusieurs infractions qui sont de la compétence des juridictions de rang ou de nature différents, la juridiction ordinaire du rang le plus élevé est compétente pour connaître de toutes ces infractions.

Lorsque plusieurs personnes, justiciables de juridictions de nature ou de rang différents, sont poursuivies pour une même infraction, la juridiction compétente est la juridiction ordinaire du rang le plus élevé.

Article 140

En cas d'infractions commises par un ou plusieurs militaires avec un ou plusieurs civils, la juridiction ordinaire est seule compétente.

Article 141

Lorsqu'un militaire commet simultanément une ou plusieurs infractions de droit commun et une ou plusieurs infractions militaires, la juridiction militaire est seule compétente.

Agace ka 7

Akarere sentare zifisemwo ububasha mu manza zerekeye ivyaha

Ingingo ya 136

Mu manza zerekeye ivyaha, sentare zifise ububasha bwo guca izo manza ni izi zikurikira :

1° sentare y'aho icaha cakorewe;

2° sentare y'aho uwagirizwa icaha afise urugo canke aho aba;

3° sentare y'aho uwagirizwa icaha yatowe.

Hirengagijwe ko sentare zifise ububasha mu karere irimwo gusa, sentare zirashobora gusasa mu kandi karere gapfungiwemwo abagirizwa ivyaha bakurikiranwa muri izo sentare.

Ingingo ya 137

Mu gihe imanza zibiri zifise intumbero imwe kandi zatewe n'ikintu kimwe, ziriko ziraburanishwa muri sentare zibiri zitandukanye, hagati ya sentare y'ahakorewe icaha na sentare y'aho uwagirizwa icaha aba, iyitorwa ngo ice urubanza ni sentare y'aho uwagirizwa icaha aba, hagati naho ya sentare y'aho uwagirizwa icaha aba na sentare y'aho uwagirizwa icaha yafatiwe canke apfungiwe hatorwa iy'aho aba.

Ingingo ya 138

Mu gihe abantu benshi bakurikiranwa nk'abakoreye hamwe icaha canke nk'abafashije mu kugikora canke mu gukora ivyaha bifitaniye isano n'icaha cakozwe, sentare ifise ububasha bwo guca urubanza rwerekeye icaha gikomeye gusumba ibindi muri ako karere ni yo ifise ububasha bwo guca imanza zerekeye ibindi vyaha vyose.

Ingingo ya 139

Mu gihe umuntu umwe akurikiranwa mu gihe kimwe ku vyaha vyinshi bifitiwe ububasha na sentare zitari ku rugero rumwe kandi zitajejwe bimwe, sentare isanzwe yo ku rugero rwo hejuru ni yo ifise ububasha bwo guca izo manza zose.

Mu gihe abantu benshi bakurikiranwa ku caha kimwe ariko bategerezwa gucirwa imanza na sentare zitajejwe bimwe canke zitari ku rugero rumwe, sentare isanzwe yo ku rugero rwo hejuru ni yo ifise ububasha bwo guca urwo rubanza.

Ingingo ya 140

Mu gihe ari icaha cakozwe n'umusirikare umwe canke benshi bafadikanije n'umunyagihugu asanzwe umwe canke benshi, sentare isanzwe niyo yo nyene ifise ububasha bwo guca urwo rubanza.

Ingingo ya 141

Mu gihe umusirikare akoze mu gishingo kimwe icaha kimwe canke vyinshi bijanye n'ukurenga amategeko asanzwe hamwe n'icaha kimwe canke vyinshi bijanye n'ukurenga amategeko y'igisirikare, sentare ya

Article 142

Si une juridiction saisie d'une infraction de sa compétence constate que les faits ne constituent qu'une infraction dont la connaissance est attribuée à une juridiction d'un rang inférieur, elle disqualifie et statue sur l'action publique et sur les dommages et intérêts le cas échéant.

Article 143

Les règles de la compétence répressive des cours et tribunaux sont d'ordre public.

Section 8

De l'action civile résultant d'une infraction

Article 144

Nonobstant les dispositions relatives à la compétence matérielle et territoriale en matière civile, l'action en réparation du dommage causé par une infraction peut être poursuivie en même temps que l'action publique et devant la même juridiction.

Les juridictions répressives saisies de l'action publique accordent les dommages et intérêts qui peuvent être dus en vertu de la loi après constitution de la partie civile ou d'office sur demande du Ministère public et, s'il échet, après évaluation du préjudice subi par la victime à dire d'expert, à moins que la victime n'ait expressément déclaré suivre la seule voie civile.

Quelle que soit la partie lésée, la restitution des objets sur lesquels a porté l'infraction est prononcée d'office, lorsqu'ils ont été retrouvés en nature et que la propriété n'en est pas contestée.

Article 145

Lorsque la partie lésée par une infraction est une personne incapable d'agir en justice et qu'elle n'est pas assistée ou qu'elle est dépourvue de représentant légal, la juridiction saisie de l'action publique prononce également d'office les dommages-intérêts qui peuvent être dus en vertu de la loi, sur demande du Ministère public.

Article 146

L'action civile en réparation du dommage causé par un crime, un délit ou une contravention appartient à la victime et à ses ayants droit.

La renonciation à l'action civile ne peut arrêter, ni suspendre l'exercice de l'action publique, sauf dans les cas où la loi subordonne celle-ci à une plainte de la partie lésée.

gisirikare ni yo yonyene ifise ububasha bwo guca urwo rubanza.

Ingingo ya 142

Iyo sentare yituwe ku caha ifitiye ububasha igasanga ivyakozwe bijanye n'icaha sentare yo ku rugero rwo musi ari yo ibifitiye ububasha ica ihindura kamere k'icaha igaca ica urwo rubanza ikongera igashinga n'indishi iyo bikenewe.

Ingingo ya 143

Ingingo ziha sentare ububasha bw'uguhana ivyaha zitegerezwa gukurikizwa.

Agace ka 8

Ugusaba indishi ku caha cakozwe

Ingingo ya 144

Hirengagijwe ingingo zijanye n'ububasha bwa sentare mu manza z'amatati zerekeye ibintu mu karere ifisemwo ububasha, urubanza rwerekeye ugusaba indishi ku caha cakozwe rurashobora gukurikiranirwa rimwe n'urubanza rw'ivyaha, imbere ya sentare imwe.

Sentare zihana ivyaha zituwe ku rubanza rw'ivyaha ziraca indishi zishobora kuba zitegekanijwe n'amategeko mu gihe abitwaye bazisavye canke bisabwe n'Umushikirizamanza kandi, iyo zitegerezwa gutangwa, hamaze kuba igikorwa c'abahinga co gutomora agaciro k'ivyo uwakorewe icaha yononewe, kiretse amenyesheje mu buryo butomoye neza ko akurikirana urubanza rujanye n'indishi gusa.

Hatarinze kurabwa uwakorewe icaha uwo ari we, ingingo yo gusubiza ibintu uwakorewe icaha yabuze ica ifatwa na sentare bitarinze gusabwa, mu gihe vyatowe bikiri uko vyari kandi akaba atawuhakana ko uwubisubizwa ari we nyenevyo.

Ingingo ya 145

Mu gihe uwakorewe icaha ari umuntu adashobora kwiburanira muri sentare akaba adafise uwubimufashamwo canke adafise uwumuserukira imbere y'amategeko, sentare yituwe kuri ico caha ica ishinga kandi indishi zishobora gutangwa hisunzwe amategeko, bisabwe n'Umushikirizamanza.

Ingingo ya 146

Urubanza rw'ugusaba indishi ku vyononekaye biturutse ku caha gikomeye, ku caha gisanzwe canke ku caha gitoyi rushingishwa n'uwakorewe icaha canke abafise uburenganzira ku matungo yiwe.

Ingingo y'uguheba gukurikirana urubanza rw'ugusaba indishi ntishobora guhagarika burundu canke ivy'agateganyo ingingo y'ugushingisha urubanza rw'icaha, kiretse mu bihe amategeko ashinga ko rusubira kuburanishwa bisabwe n'uwakorewe icaha.

Article 147

L'action civile est recevable pour tous chefs de dommages, aussi bien matériels que corporels ou moraux, qui découlent des faits, objet de la poursuite.

Article 148

L'action civile en réparation du dommage causé par l'infraction peut être exercée devant une juridiction civile, séparément de l'action publique.

Toutefois, il est sursis au jugement civil tant que le tribunal ne s'est pas prononcé définitivement sur l'action publique lorsque celle-ci a été mise en mouvement.

Article 149

La partie qui a exercé son action devant la juridiction civile compétente ne peut la porter devant la juridiction répressive. Il en est autrement si celle-ci a été saisie par le Ministère public avant qu'un jugement sur le fond ait été rendu par la juridiction civile.

Article 150

L'acquittement d'un prévenu au premier degré ne constitue pas un obstacle à la poursuite de l'action civile en appel.

Article 151

Les juridictions répressives régulièrement saisies de l'action civile, peuvent accorder les dommages-intérêts lorsque les faits constitutifs de l'infraction sont établis, même si le prévenu ne peut être condamné suite à son décès, à l'amnistie ou la prescription de l'action publique.

Article 152

L'action civile peut être engagée même après expiration du délai de prescription de l'action publique.

Cependant, lorsqu'il a été définitivement statué sur l'action publique et si une condamnation pénale a été prononcée, l'action civile peut être portée devant la juridiction civile compétente et ne se prescrit que par trente ans à compter du prononcé du jugement.

Article 153

Lorsque les pertes et dommages résultant d'une infraction sont en totalité ou en partie garantis par un contrat d'assurance souscrit par le prévenu ou le civilement responsable, la partie civile peut appeler l'assureur devant la juridiction répressive en même temps que le prévenu ou le civilement responsable.

Ingingo 147

Urubanza rw'amatati rw'ugusaba indishi rwakirwa ku vyononekaye vyose, vyaba ivyerekeye ibintu, umuntu yakomeretse ku mubiri canke ku mutima, biturutse ku vyabaye, bituma urubanza rukurikiranwa.

Ingingo ya 148

Urubanza rw'amatati rwerekeye ugusaba indishi ruturutse ku caha cakozwe rurashobora gukurikiranwa muri sentare ica imanza z'amatati, urw'ivyaha na rwo rugashingishwa ahandi.

Ariko, urubanza rw'amatati rurabangirwako igihe case sentare iba itarafata ingingo ntabanduka ku rubanza rw'ivyaha mu gihe urwo rubanza rwamaze gushingishwa.

Ingingo ya 149

Uwashingishije urubanza muri sentare ifise ububasha bw'uguca imanza zerekeye amatati ntashobora kurujana muri sentare ica imanza z'ivyaha. Bigenda ukundi iyo sentare yituwe n'umushikirizamanza imbere yuko sentare ica imanza zerekeye amatati ishinga ingingo kuvyo urubanza rushingiyeko.

Ingingo ya 150

Ukuba uwagirizwa icaha yambitswe izera na sentare yakiriye urubanza ubwa mbere ntibibuza ko urubanza rw'amatati rwungurujwe rubandanya.

Ingingo ya 151

Sentare zica imanza z'ivyaha zituwe hisunzwe amategeko ku manza z'amatati zirashobora gutanga indishi mu gihe ibigize icaha vyagaragaye, n'aho uwagirizwa icaha adashobora guhanwa kubera yapfuye, yagiriwe ikigongwe c'ikivunga canke urubanza rw'ivyaha rwataye igihe.

Ingingo ya 152

Urubanza rw'amatati rurashobora gushingishwa n'aho urubanza rw'ivyaha rwoba rwaramaze guta igihe.

Ariko, mu gihe hamaze gushingwa ingingo ntabanduka ku rubanza rw'icaha kandi igihano mpanavyaha caratanzwe, urubanza rw'amatati rushobora kurungikwa muri sentare ica imanza z'amatati ibifitiye ububasha kandi ruta igihe haciye imyaka mirongo itatu iharurwa kuva ingingo ishikirijwe.

Ingingo ya 153

Mu gihe ivyahomvye n'ivyononekaye biturutse ku caha cakozwe vyose canke bimwebimwe vyari biteganirijwe impanuka n'uwagirizwa icaha canke uwubazwa indishi, nyene gusaba indishi arashobora guhamagaza ishirahamwe riteganiriza impanuka muri sentare mpanavyaha co kimwe n'uwagirizwa icaha canke uwubazwa indishi.

L'assureur peut intervenir volontairement au procès pénal s'il y a une partie civile, même en appel.

Dans ces deux cas, la décision rendue sur l'action civile contre le prévenu ou le civilement responsable est opposable à l'assureur, dans les limites du contrat d'assurance.

Ishirahamwe riteganiriza impanuka rirashobora kwitaba ribishaka urubanza rw'ivyaha iyo hari uwusaba indishi n'aho urubanza ruba rwungurujwe.

Mu gihe ishirahamwe riteganiriza impanuka rihamagajwe canke ryitavye ribishatse, ingingo sentare yafatiye uwagirizwa icaha canke uwuronderwako indishi mu rubanza rw'amatati irashobora kwitwazwa imbere y'ishirahamwe riteganiriza impanuka, hubahirijwe amasezerano y'uguteganiriza impanuka.

Section 9

De la litispendance et de la connexité

Article 154

Sous réserve des dispositions particulières résultant de la présente loi organique ou d'autres lois, lorsque deux juridictions compétentes se trouvent saisies des mêmes faits, les causes sont renvoyées par l'une des juridictions à une autre, selon les règles et dans l'ordre ci-après:

1° la juridiction ordinaire est préférée à la juridiction spécialisée ;

2° la juridiction saisie au degré d'appel est préférée à la juridiction du premier degré ;

3° la juridiction du rang le plus élevé est préférée à la juridiction du rang inférieur ;

4° la juridiction qui a rendu une décision provisoire sur l'affaire est préférée à celle qui ne l'a pas encore rendue;

5° la juridiction saisie la première est préférée aux autres juridictions saisies dans la suite.

Article 155

Lorsque les demandes pendantes devant deux ou plusieurs juridictions sont connexes, elles peuvent à la demande de l'une des parties, être renvoyées par l'une de ces juridictions à une autre, selon les règles énoncées à l'article 154 de la présente loi organique.

Article 156

Une expédition de la décision de renvoi est transmise avec les pièces de la procédure au greffe de la juridiction devant laquelle la cause est renvoyée. Elle statue alors au premier degré.

Agace ka 9

Urubanza rushingishijwe muri sentare zibiri hamwe n'imanza zifitaniye isano

Ingingo ya 154

Hatirengagijwe ingingo zivyerekeye zikomoka kuri iri bwirizwa ryunganira lbwirizwa Shingiro canke ku yandi mategeko, mu gihe sentare zibiri zibifitiye ububasha zituwe ku manza zimwe, sentare imwe muri izo ica izirungika mu yindi sentare hisunzwe amategeko n'urutonde rukurikira:

1° sentare isanzwe ni yo itorwa kuri sentare idasanzwe;

2° sentare y'iyungururizo ni yo itorwa kuri sentare yo ku rugero rwa mbere ;

3° sentare yo ku rugero rwo hejuru cane ni yo itorwa kuri sentare yo ku rugero rutoyi ;

4° sentare yafashe ingingo mfatakibanza ku rubanza ni yo itorwa kuri sentare ata ngingo irarufatako;

5° sentare yituwe ubwa mbere ni yo itorwa ku zindi sentare zituwe kugira ibandanye urubanza.

Ingingo ya 155

Mu gihe imanza zitaracibwa zashingishijwe muri sentare zibiri canke nyinshi zifitaniye isano, bisabwe n'umwe mu baburanyi, sentare imwe muri zo irashobora kuzirungika mu yindi sentare, hubahirijwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 154 y'iri bwirizwa.

Ingingo ya 156

Ikopi y'ingingo y'ukurungika urubanza mu yindi sentare ica irungikwa mw'iyandikiro ry'imanza rya sentare irungitswemwo urwo rubanza iri kumwe n'inzandiko zose zerekana intambwe zose urubanza rwaciyeko. lyo sentare ica ica urubanza ku rugero rwa mbere.

Section 10

Des délibérés

Article 157

Les délibérations des juges sont secrètes.

En cas de collégialité, la décision est prise à la majorité des voix.

Agace ka 10

Umwiherero w'abacamanza

Ingingo ya 157

Umwiherero w'abacamanza ugirwa mw'ibanga.

Mu gihe urubanza rwashashemwo abacamanza barenga umwe, ingingo ifatwa iyo abayemeje ari benshi ku batayemeje.

En matière répressive, s'il se forme plus de deux opinions dans le délibéré, le juge qui a émis l'opinion la moins favorable au prévenu est tenu de se rallier à l'une des deux autres opinions.

Mu manza z'ivyaha, iyo habonetse ivyiyumviro birenga bibiri mu mwiherero, umucamanza yatanze iciyumviro kitorohereza uwagirizwa icaha ategerezwa kuca ashigikira kimwe muri bibiri bindi vyatanzwe.

Toutefois, lorsqu'un juge est en désaccord avec ses collègues sur un jugement ou un arrêt auquel il a participé, il peut, après avoir apposé sa signature avec mention « opinion dissidente», développer son opinion qui doit être motivée en fait et en droit.

Ariko, mu gihe umucamanza hari ivyo adahurijeko n'abo bari kumwe mu ntahe ku ngingo yafashwe arimwo, arashobora, amaze gushira umukono ku ngingo y'intahe agashirako « iciyumviro kidahuye n'ic'abandi », gushikiriza iciyumviro ciwe gitegerezwa gutangirwa imvo ku vyabaye no ku bijanye n'amategeko.

L'opinion dissidente apparaît en annexe du même jugement ou arrêt.

Iciyumviro kidahuye n'ic'abandi gishikirizwa ku rupapuro rw'imperekeza rw'urubanza.

Article 158

Ingingo ya 158

Le siège qui prend la cause en délibéré en indique la date du prononcé.

Abacamanza bashize urubanza mu mwiherero barashinga igenekerezo ingingo bazofata izosomerwako.

Le prononcé intervient au plus tard dans soixante jours calendriers en matières civile, commerciale, sociale et administrative, et dans les trente jours qui suivent la prise en délibéré du dossier en matière répressive, par le même juge qui l'a pris en délibéré.

Ingingo ishikirizwa mu kiringo kitarenza imisi mirongo itandatu ikurikirana mu manza z'amatati, izerekeye ubudandaji, amatati y'akazi n'ugutegekaniriza kazoza abakozi hamwe n'amatati arimwo Reta no mu kiringo c'imisi mirongo itatu giharurwa kuva idosiye ishizwe mu mwiherero ku manza z'ivyaha, n'umucamanza yayishize mu mwiherero.

Toutefois, le chef de la juridiction peut, à la demande du magistrat rédacteur, et si les éléments de la cause le justifient ou en cas de force majeure dûment prouvée, proroger ce délai de quinze jours en matières civile, commerciale, sociale ou administrative et de cinq jours en matière répressive par une ordonnance du président de la juridiction portée à la connaissance des parties par voie d'affichage à la porte principale de la salle d'audience de la juridiction.

Ariko, umukuru wa sentare arashobora, abisabwe n'umucamanza yafashe icegeranyo c'urubanza, kandi ibigize urwo rubanza bikaba bibisigura canke mu gihe hari intambamyi ntasimbwa igaragara, kwongereza ikiringo c'imisi icumi n'itanu mu manza z'amatati, izerekeye ubudandaji, amatati y'akazi n'ugutegekaniriza kazoza abakozi canke amatati arimwo Reta hamwe n'ikiringo c'imisi itanu ku vyerekeye imanza z'ivyaha bishingwa n'ingingo imenyeshwa ababuranyi biciye mu kuyimanika ku muryango mukuru w'ingoro y'intahe ya sentare.

En matière pénale, lorsque le jugement ou l'arrêt est prononcé en l'absence des parties, le délai de recours court à partir de la signification de la décision et pour le Ministère public, à la date du prononcé.

Mu manza z'ivyaha, mu gihe urubanza rwasomwe ababurana bose basivye kandi ibiringo vyarenze, ababurana batamenyeshejwe igenekerezo ruzosomerwako, ikiringo c'ukwunguruza gitangura guharurwa kuva umusi ingingo yafashwe imenyesherejweko, ku Bushikirizamanza na bwo, kw'igenekerezo urubanza rwasomeweko.

Section 11

De la rectification et de l'interprétation

Agace ka 11

Ugukosora n'ugutanga insiguro

Article 159

Ingingo ya 159

Il appartient à tout juge d'interpréter sa décision si elle n'est pas frappée d'appel.

Umucamanza wese ni we asobanura ingingo yafashe igihe itungurujwe.

La demande en interprétation est formée par simple requête de l'une des parties ou par requête commune.

Ugusaba insiguro y'ingingo yafashwe bigirwa bisabwe n'umwe mu baburanyi canke ababuranyi bompi babisabiye hamwe.

Article 160

Les erreurs ou omissions matérielles qui affectent un jugement, même passé en force de chose jugée, peuvent toujours être réparées par la juridiction qui l'a rendu ou par celle à laquelle il est déféré, selon ce que le dossier révèle ou, à défaut, ce que la raison commande.

Le juge est saisi par simple requête de l'une des parties, ou par requête commune ; il peut aussi se saisir d'office.

Le juge statue après avoir entendu les parties, le cas échéant.

La décision rectificative est mentionnée sur la minute et sur les expéditions du jugement. Elle est notifiée comme le jugement.

Article 161

Le jugement rectificatif ou interprétatif n'affecte pas le fond du jugement rectifié ou interprété.

Section 12

De l'exequatur

Article 162

Les décisions des juridictions étrangères sont rendues exécutoires au Burundi, par les tribunaux de grande instance, si elles réunissent les conditions ci-après :

1° qu'elles ne contiennent rien de contraire à l'ordre public burundais ;

2° que, d'après la loi du pays où les décisions ont été rendues ; elles soient passées en force de chose jugée;

3° que, d'après la même loi, les expéditions produites réunissent les conditions nécessaires à leur authenticité ;

4° que les droits de la défense aient été respectés ;

5° que le tribunal étranger ne soit pas uniquement compétent en raison de la nationalité du demandeur.

Article 163

Les sentences arbitrales étrangères ne sont reconnues et rendues exécutoires au Burundi par le tribunal de grande instance que si elles réunissent les conditions suivantes :

1° le requérant doit produire :

a) l'original de la sentence arbitrale ou son expédition dûment authentifié par l'autorité compétente de l'Etat d'origine ;

Ingingo ya 160

Amakosa canke ivyibagiwe gushirwa mu rubanza bivuye ku kwihenda bisanzwe, n'aho rwoba rwaramaze kuba ntabanduka, birashobora gukosorwa na sentare yaruciye canke na sentare rwarungitswemwo, bivanye n'ico idosiye yerekanye canke na ho, uko ibintu vyategerezwa kumera mu bisanzwe.

Umucamanza abishikirizwa biciye mw'ikete risanzwe ry'ugusaba gukosora ritanzwe n'umwe mu baburanyi canke ababuranyi bompi babisabiye hamwe. Arashobora kandi kubikosora avyibwirije.

Umucamanza afata ingingo amaze kwumviriza ababuranyi, iyo bikenewe.

Ingingo y'ugukosora amakosa irandikwa ku rwandiko rw'urubanza rw'imvaho no ku makopi yarwo.Imenyeshwa nk'uko urubanza rwaciwe rumenyeshwa.

Ingingo ya 161

Urubanza rukosora canke rutanga insiguro ntirugira inkurikizi kw'ido n'ido ry'urubanza rwakosowe canke rwatangiwe insiguro.

Agace ka 12

Ishirwa mu ngiro ry'urubanza rwaciriwe mu kindi gihugu

Ingingo ya 162

Ingingo zifatwa na sentare zo mu bindi bihugu zishirwa mu ngiro mu Burundi na sentare nkuru z'igihugu canke na sentare z'ubudandaji iyo zikwije ibisabwa bikurikira :

1° zitarimwo ikintu na kimwe gihungabanya umutekano w'abanyagihugu mu Burundi ;

2° ko, hisunzwe amategeko y'igihugu ingingo zafatiwemwo, ziba zabaye ntabanduka ;

3° ko, nk'uko ayo mategeko nyene abivuga, amakopi y'urubanza yatanzwe akwije ibisabwa bikenewe kugira yemezwe ;

4° ko uburenganzira bw'ukwiregura bwubahirijwe;

5° ko sentare yo mu kindi gihugu itogira ububasha yonyene kubera ubwenegihugu bw'uwitwaye.

Ingingo ya 163

Imanza zaciriwe mu bindi bihugu n'abahuza ziremerwa kandi zigashirwa mu ngiro mu Burundi na sentare nkuru y'igihugu iyo zikwije ibisabwa bikurikira:

1° uwitwaye ategerezwa gushikiriza :

a) urwandiko rw'imvaho canke rw'urubanza rwaciwe n'umuhuza yemejwe n'umutegetsi abifitiye ububasha wo mu gihugu uwitwaye aturukamwo ;

b) l'original authentifié de la convention ou de la clause compromissoire dûment signée par les parties;

c) la traduction certifiée conforme de la sentence et de la convention après visa du ministère ayant les affaires étrangères dans ses attributions si elles ne sont pas rédigées en langues officielles du Burundi;

d) la preuve de paiement des frais de procédure exigés par la législation burundaise

2° la convention visée au point 1) b) doit être conforme à la loi du pays à laquelle les parties l'ont subordonnée ou, à défaut de l'indication par les parties, à la loi du pays où la sentence a été rendue;

3° la procédure de désignation des arbitres et celle de la constitution du tribunal arbitral doivent être conformes à la loi du pays où l'arbitrage a eu lieu;

4° les droits de la défense de la partie contre laquelle la sentence est invoquée doivent avoir été respectés lors de la procédure d'arbitrage ;

5° la sentence arbitrale ne doit plus être susceptible de recours;

6° la sentence ne porte pas sur un différend qui, d'après la législation burundaise, ne peut être réglé par voie d'arbitrage ;

7° la sentence arbitrale ne peut être contraire à l'ordre public burundais.

Article 164

Les actes authentiques en forme exécutoire qui ont été dressés par une autorité étrangère sont rendus exécutoires au Burundi par les tribunaux de grande instance, aux conditions suivantes :

1° que les dispositions dont l'exécution est poursuivie n'aient rien de contraire à l'ordre public burundais;

2° que d'après la loi du pays où ils ont été passés, ils réunissent les conditions nécessaires à leur authenticité.

b) ikopi y'imvaho yemejwe n'ababijejwe y'amasezerano canke y'ingingo itegekanya umuhuza azoca urubanza ishirwako umukono n'ababurana bompi nk'uko bitegerejwe ;

c) urwandiko rw'urubanza rwaciwe hamwe n'urw'amasezerano zemejwe ko zihuye n'urw'imvaho zimaze kwemezwa n'Ubushikiranganji bujejwe imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu iyo zitanditswe mu ndimi zikoreshwa mu ntwaro zemewe n'amategeko mu Burundi ;

d) icemeza ko harishwe amafaranga asabwa ku rubanza ategekanijwe n'amategeko y'Uburundi.

2° amasezerano avugwa mu gahimba ka 1° akarongo b) ategerezwa kwisunga amategeko yo mu gihugu ababuranyi bategerezwa kwisunga canke ababuranyi baterekanye amategeko y'igihugu bisunze, hisungwa amategeko yo mu gihugu urubanza rwaciriwemwo ;

3° ingene hagenwa abahuza n'ingene hashirwaho sentare isasamwo abahuza bitegerezwa kwisunga amategeko yo mu gihugu c'aho urubanza rwaciriwe ;

4° uburenganzira bw'umuburanyi mu bijanye n'ukwiregura ku ngingo yafatiwe mu rubanza rwaciwe n'umuhuza butegerezwa kuba bwarubahirijwe mu gihe urubanza rwariko ruraburanishwa n'umuhuza ;

5° ingingo yafashwe mu rubanza rwaciwe n'umuhuza ntiba igishobora kwunguruzwa ;

6° ingingo yafashwe mu rubanza rwaciwe n'umuhuza iterekeye amatati, hisunzwe amategeko y'Uburundi, adashobora gutorerwa umuti biciye mu guhuza ababuranyi ;

7° ingingo yafashwe mu rubanza rwaciwe n'umuhuza ntishobora kuba iyihungabanya umutekano w'abanyagihugu.

Ingingo ya 164

Inzandiko zemejwe n'uwubifitiye ububasha ziriko ikidodo c'uko zica zikurikizwa zagizwe n'umutegetsi wo mu bindi bihugu zirashirwako ikidodo co gukwirikizwa mu Burundi na sentare nkuru z'igihugu iyo zikwije ibisabwa bikwirikira:

1° iyo ata na kimwe kiri muri iyo ngingo giteye kubiri n'umutekano w'igihugu ;

2°iyo hisunzwe amategeko y'igihugu zandikiwemwo, zikwije ibisabwa bikenewe kugirango zibe zemezwe n'ababifitiye ububasha.

Article 165

Dans l'un ou l'autre cas visés aux articles 162 à 164 de la présente loi organique, le juge peut décider d'entendre l'autre partie avant de se prononcer.

Ingingo ya 165

Hafatiwe ku rubanza rumwe canke urundi mu zivugwa mu ngingo ziva ku ya 162 gushika ku ya 164, umucamanza arashobora gufata ingingo yo kwumviriza uwundi muburanyi imbere yo gufata ingingo.

Section 13

Du serment

Agace ka 13

Indahiro

Article 166

Avant d'entrer en fonction, tout magistrat doit solennellement prêter serment devant le président de la juridiction dans les termes suivants : ***« Devant Dieu Tout Puissant, moi ..... (nom et prénom), je jure de respecter la Constitution et les lois de la République, de me comporter avec probité, dignité, loyauté et d'être respectueux des droits de toutes les parties et du secret professionnel »***.

Ingingo ya 166

Imbere y'uko atangura amabanga yiwe, umucamanza wese ategerezwa kubanza gushikiriza icese imbere y'Umukuru wa sentare indahiro ikurikira : ***« Imbere y'Imana Mushobora vyose, jewe (Izina n'amatazirano), ndarahiye ko nzokwubahiriza Ibwirizwa Shingiro n'amategeko y'lgihugu, ko ntazotirimuka kw'ibanga, ko nzogendera ubuntu, ko ntazohemuka kandi ko nzokwubahiriza uburenganzira bw'ababuranyi bose kandi ko ntazomena amabanga y'akazi ».***

Sous réserve des lois spécifiques, le serment ne doit pas être renouvelé lorsqu'il a déjà été prêté antérieurement.

Hatirengagijwe amabwirizwa avyerekeye, iyo ndahiro ntisubirwamwo mu gihe iba yaramaze kurahirwa.

Article 167

Les agents de l'ordre judiciaire prêtent le serment suivant, devant leurs supérieurs hiérarchiques : ***« Je jure de me conformer aux lois et règlements concernant mon ministère, de remplir mes fonctions avec probité, intégrité et de garder le secret professionnel».***

Ingingo ya 167

Abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza barahira imbere y'ababatwara mu kazi indahiro ikurikira: ***«Ndarahiye ko nzokwisunga amabwirizwa n'amategeko yerekeye amabanga njejwe, ko ntazotirimuka kw'ibanga, ko nzogendera ubuntu, kandi ko ntazomena amabanga y'akazi».***

Section 14

De la récusation et du déport

Agace ka 14

Ugutaramura umucamanza n'ukwitaramura kw'umucamanza

Article 168

Tout juge ou assesseur peut être récusé pour l'une des causes limitativement énumérées ci-après :

1° si lui ou son conjoint a un intérêt personnel quelconque dans l'affaire ;

2° si lui ou son conjoint est parent ou allié soit en ligne directe, soit en ligne collatérale jusqu'au quatrième degré inclusivement, de l'un des membres du siège, de l'une des parties, de son avocat ou de son mandataire ;

3° s'il existe une amitié ou inimitié prononcée entre lui et l'une des parties faisant suspecter son impartialité;

4° s'il existe des liens de dépendance étroite à titre de domestique, de serviteur ou d'employé entre lui et l'une des parties ;

Ingingo ya 168

Umucamanza wese canke uwufasha umucamanza wese arashobora gutaramurwa kubera imvo imwe muri izi zikurikira :

1° iyo we nyene canke uwo bubakanye afise inyungu kanaka muri urwo rubanza ;

2° iyo we nyene canke uwo bubakanye ari incuti canke bahanye abageni gushika ku rugero rwa kane na rwo nyene rurimwo, n'umwe mu bashashe mu ntahe, umwe mu baburanyi, umushingwamanza wiwe canke n'uwumuserukira;

3° iyo hari ubugenzi buzwi canke urwanko ruzwi hagati ya we n'umwe mu baburanyi vyotuma hikekwa ko yohengama;

4° iyo hari ubucuti hagati y'umucamanza n'umwe mu baburanyi bufatiye ko uwo muburanyi ari umukozi wo mu nzu w'uwo mucamanza canke akaba ari umukozi wiwe;

5° s'il a donné son avis ou un conseil à propos du différend;

6° s'il est intervenu dans l'affaire en qualité de juge, d'officier du Ministère public ou d'officier de police judiciaire, de témoin, d'interprète, d'expert, d'agent de l'administration, d'avocat ou de défenseur judiciaire ;

7° si lui-même ou son conjoint est créancier, débiteur, héritier présomptif ou donataire de l'une des parties;

8° s'il y a eu ou s'il y a procès entre lui ou son conjoint et l'une des parties ou le conjoint de celle-ci ;

9° si lui ou son conjoint est chargé d'administrer les biens de l'une des parties ;

10° si lui ou son conjoint, leurs parents ou alliés en ligne directe ont un litige quelconque avec l'une des parties.

Article 169

Celui qui veut récuser agit, sous peine d'irrecevabilité, dès qu'il a connaissance de la cause de récusation et au plus tard avant la clôture des débats, par une déclaration motivée faite à l'audience et actée par le greffier de la juridiction dont le juge mis en cause fait partie.

Le greffier notifie la déclaration de récusation au président de la juridiction ainsi qu'au juge mis en cause. Ce dernier fait ses observations par écrit dans les deux jours de la notification de l'acte de récusation.

Article 170

Le président de la juridiction à laquelle appartient le juge mis en cause statue par ordonnance motivée sur la récusation endéans quarante huit heures comptées à partir du dépôt des observations du juge mis en cause. La décision prise est sans recours.

Article 171

Le juge se trouvant dans une des hypothèses prévues à l'article 168 de la présente loi organique est tenu de se déporter, sous peine de poursuites disciplinaires.

Article 172

Le juge qui désire se déporter informe le président de la juridiction à laquelle il appartient en vue de pourvoir à son remplacement.

Article 173

Les dispositions relatives au déport sont applicables

5° iyo umucamanza yamaze gushikiriza iciyumviro ciwe canke impanuro ku matati ;

6°iyo yamaze kuja muri urwo rubanza ka bucamanza, ka bushikirizamanza canke bunyamiramabi, ari icabona, uwuhindura mu rundi rurimi ibiriko biravugwa, umuhinga, umukozi ajejwe ivy'intwaro, umushingwamanza canke uwufasha uwuburana ;

7° iyo we nyene canke uwo bubakanye aheraniwe, aheranye, iyo akekwa ko ari samuragwa canke yagabiwe n'umwe mu baburanyi ;

8° iyo habaye canke hari urubanza hagati yiwe canke hagati y'uwo bubakanye n'umwe mu baburanyi, canke n'uwubakanye n'umwe mu baburanyi ;

9° iyo we nyene canke uwo bubakanye ashinzwe gutunganya amatungo y'umwe mu baburanyi;

10° iyo we canke uwo bubakanye, incuti biwe canke abo bahanye abageni ku rugero rwa mbere bafitaniye amatati ayo ari yo yose n'umwe mu baburanyi.

Ingingo ya 169

Kugira ivyo asaba vyemerwe, uwumva ko yotaramukisha umucamanza ashashe mu ntahe y'icese, aragira ico ashikirije kuva akimenye icotuma ataramurwa n'imbere y'uko hasozerwa imburano, biciye mu rwandiko rw'ukubimenyesha rutangirwa imvo rushikirizwa mu ntahe y'icese kandi rukemezwa n'umwanditsi w'imanza wa sentare umucamanza ashaka ko ataramurwa urubanza arimwo.

Umwanditsi w'imanza wa sentare aramenyesha biciye mu rwandiko umukuru wa sentare hamwe n'umucamanza vyerekeye ko yataramuwe. Uwo mucamanza yataramuwe aragira ico ashikirije biciye mu rwandiko mu misi ibiri kuva amenyeshejwe ko yataramuwe.

Ingingo ya 170

Umukuru wa sentare umucamanza agira ataramurwe akoreramwo arafata ingingo itangiwe imvo ku bijanye n'ugutaramura uwo mucamanza mu kiringo c'amasaha mirongo ine n'umunani gitangura guharurwa kuva umucamanza yataramuwe agize ico ashikiriza. Ingingo yafashwe ntiyungururizwa.

Ingingo ya 171

Umucamanza ari mu bategekanijwe mu ngingo ya 168 y'iri bwirizwa ryunganira lbwirizwa Shingiro ategerezwa kwitaramura, bitagenze uko agakurikiranwa ku makosa y'akazi.

Ingingo ya 172

Umucamanza yipfuza kwitaramura arabimenyesha umukuru wa sentare akoreramwo kugira amusubirize mu ntahe.

Ingingo ya 173

Ingingo zijanye n'ukwitaramura ku mucamanza

à l'officier du Ministère public lorsqu'il intervient par voie d'avis ou comme partie jointe.

Article 174

L'inculpé qui estime que l'officier du Ministère public appelé à instruire son affaire se trouve dans l'une des hypothèses prévues à l'article 168 de la présente loi organique, adresse au chef hiérarchique, une requête motivée tendant à voir ce magistrat être déchargé de l'instruction de la cause. Il est répondu à cette requête par une ordonnance motivée, non susceptible de recours, qui doit être rendue dans les quarante-huit heures, le magistrat mis en cause entendu.

Article 175

Le Ministère public ou les parties peut (peuvent) récuser un interprète, un traducteur ou un expert.

La demande de récusation doit être motivée et présentée au président de la juridiction saisie.

Le président statue immédiatement sur la demande. La décision n'est susceptible d'aucune voie de recours.

Section 15

Des renvois de juridiction

Article 176

Sur réquisition écrite du Ministère public, les tribunaux de grande instance peuvent, pour cause de sûreté publique ou de suspicion légitime, renvoyer la connaissance d'une affaire, d'un tribunal de résidence de leur ressort à une autre juridiction de même degré.

Il en est de même des cours d'appel et de la Cour Suprême respectivement à l'égard des tribunaux de grande instance et des juridictions de même rang et des cours d'appel ainsi que les juridictions de même rang.

Exceptionnellement, le Président de la Cour Suprême peut renvoyer la connaissance d'une affaire du tribunal de grande instance à un autre de même rang pour le cas d'une cour d'appel ayant dans son ressort un seul tribunal de grande instance.

Pour cause de suspicion légitime, la requête peut également être présentée par les parties.

Article 177

La requête aux fins de renvoi est introduite par écrit et doit être présentée avant la clôture des débats.

zirakurikizwa ku mushikirizamanza mu gihe asabwe guterera iciyumviro mu rubanza atari asanzwe arimwo canke nk'uwinjijwe mu rubanza.

Ingingo ya 174

Uwagirizwa icaha abona ko umushikirizamanza yashinzwe gutohoza ibijanye n'urubanza rwiwe ari mu bategekanijwe mu ngingo ya 168 y'iri bwirizwa ryunganira lbwirizwa Shingiro, arashikiriza uwutwara uwo mucamanza ku rugero rwa mbere, ikete ritangiwe imvo rifise intumbero yo gutuma uwo mucamanza yakwa uburenganzira bw'ugutohoza ibijanye n'urwo rubanza. Uwo na we aca yishurwa biciye mu ngingo itangirwa imvo, itungururizwa, itegerezwa gushikirizwa mu masaha mirongo ine n'umunani n'umucamanza asabwa gutaramurwa akabimenyeshwa.

Ingingo ya 175

Umushikirizamanza canke ababuranyi barashobora gutaramura uwujejwe guhindura mu rundi rurimi ibiriko biravugwa, uwujejwe guhindura mu rundi rurimi ivyanditswe canke umuhinga.

Urwandiko rw'ugusaba gutaramura umucamanza rutegerezwa gutangirwa imvo kandi rugashikirizwa umukuru wa sentare yituwe.

Umukuru wa sentare aca afata ingingo ubwo nyene akibisabwa. Iyo ngingo ntishobora kwungururizwa.

Agace ka 15

Ukurungika urubanza mu yindi sentare

Ingingo ya 176

Bisabwe n'Umushikirizamanza abicishije mu rwandiko, Sentare nkuru z'igihugu zirashobora, ku mvo z'umutekano canke hafatiwe ku makenga afise imvo ashingiyeko, gufata ingingo yo kurungika urubanza rwari muri sentare y'intango iyikukira mu yindi sentare y'intango yo ku rugero rumwe na yo iyikukira nyene.

Ni ko k'uko no kuri Sentare nkuru zisubiramwo ku bijanye na sentare nkuru z'igihugu n'izo ku rugero rumwe na zo; no kuri Sentare Ntahinyuzwa ku bijanye na Sentare nkuru zisubiramwo hamwe na sentare ziri ku rugero rumwe n'izo.

Gake kabaho, Umukuru wa Sentare Ntahinyuzwa arashobora kurungika urubanza rwari muri sentare nkuru y'igihugu mu yindi sentare yo ku rugero rumwe mu gihe ari Sentare nkuru isubiramwo ifise sentare nkuru y'igihugu imwe rudende iyikukira.

Hafatiwe ku makenga afise imvo ashingiyeko, ababuranyi barashobora gusaba ko urubanza rurungikwa mu yindi sentare.

Ingingo ya 177

Uwusaba ko urubanza rurungikwa mu yindi sentare abicisha mu rwandiko rushikirizwa imbere yuko imburano zisozerwa.

Article 178

La juridiction saisie de la demande de renvoi donne acte du dépôt de la requête.

Sur production d'une expédition de cet acte par le Ministère public ou par la partie la plus diligente, la juridiction saisie quant au fond sursoit à statuer jusqu'à la décision définitive sur le renvoi.

La décision est rendue par ordonnance du président de la juridiction endéans huit jours et n'est pas susceptible de recours.

Lorsque le président ordonne le renvoi de l'affaire devant une autre juridiction, le dossier est transmis sans délai à la juridiction de renvoi. Celle-ci ne peut décliner sa compétence.

Section 16

Du remplacement des magistrats du siège

Article 179

En cas d'absence ou d'empêchement, le président de la juridiction est remplacé par le vice-président ou, à défaut, par le magistrat le plus ancien.

Article 180

Lorsqu'en cas d'absence ou d'empêchement d'un ou plusieurs juges, le siège de la juridiction ne pouvant être régulièrement composé, le président de celle-ci peut assumer tout magistrat assis de carrière affecté à une juridiction du même ressort et du rang immédiatement inférieur.

Section 17

De la tenue des magistrats

Article 181

Pendant les audiences, les magistrats portent une tenue dont le modèle est fixé par décret après avis du Conseil Supérieur de la Magistrature.

Les dispositions du présent article s'appliquent aussi aux magistrats du parquet et aux greffiers.

Les magistrats de la Cour Suprême et du Parquet Général de la République portent la toque et la toge qui diffèrent de ceux des autres magistrats.

Section 18

Des vacances judiciaires et de la rentrée judiciaire

Article 182

Pendant le mois d'août, toutes les juridictions se trouvent en vacances judiciaires. Durant cette

Ingingo ya 178

Sentare yituwe isabwa kurungika urubanza mu yindi sentare iramenyesha ko yashikirijwe urwandiko rubisaba.

Umushikirizamanza canke umuburanyi abikeneye gusumba amaze gushikiriza ikopi y'urwo rwandiko, sentare yituwe ku bijanye n'ido n'ido ry'urubanza ica ibanza kubangira gufata ingingo gushika hafatwe ingingo ntabanduka ijanye n'ukurungika urwo rubanza mu yindi sentare.

Ingingo ifatwa biciye mu ngingo y'Umukuru wa sentare mu misi umunani kandi ntiyunguruzwa.

Mu gihe Umukuru wa sentare ashinze ko urubanza rurungikwa mu yindi sentare, iyo dosiye ica irungikirwa bidatevye sentare irungikiwe urwo rubanza. Iyo sentare ntishobora kwanka kuruca yitwaje ko itabifitiye ububasha.

Agace ka 16

Ibijanye n'isubirizwa ry'abacamanza basasa mu ntahe

Ingingo ya 179

Mu gihe umukuru wa sentare atari ho ari canke yafatiriwe, asubirirwa n'icegera ciwe, canke mu gihe na we nyene atari ho ari, agasubirirwa n'umucamanza amaze imyaka myinshi muri ayo mabanga kurusha abandi.

Ingingo ya 180

Mu gihe umucamanza umwe canke benshi atariho bari canke bafatiriwe, abagize intahe ya sentare ntibashobora gushirwaho nk'uko vyahora bigenda, umukuru wa sentare arashobora kwikora ku mucamanza wese yagize ubucamanza umwuga wo muri sentare ikukira ako karere ikaba iri ku rugero rwo musi rukurikira.

Agace ka 17

Ibijanye n'umwambaro w'abacamanza

Ingingo ya 181

Igihe abacamanza bashashe mu ntahe, baba bambaye umwambaro ushingwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu, lnama nkuru y'ubucamanza imaze kugira ico ibivuzeko.

Ibitegekanijwe muri iyi ngingo birakurikizwa kandi ku bashikirizamanza no ku banditsi b'imanza ba sentare.

Abacamanza bo muri Sentare Ntahinyuzwa n'abashingwamanza bo muri Paraki Nkuru ya Repuburika bambara inkofero n'ikanzu bitandukanye n'ivy'abandi bacamanza.

Agace ka 18

Ibijanye n'uburuhuko bw'abacamanza n'ugutangura umwaka w'ubutungane

Ingingo ya 182

Mu kwezi kwa Myandagaro, sentare zose ziba ziri mu buruhuko. Muri ico kiringo, sentare zisasa gusa mu

période, les juridictions ne tiennent que des audiences consacrées essentiellement à l'examen des procédures urgentes notamment les audiences de régularisation de la détention et les procédures de flagrance.

Article 183

Au premier jour ouvrable du mois de septembre, la Cour Suprême organise une audience solennelle de rentrée judiciaire à laquelle assistent tous les magistrats, les agents de l'ordre judiciaire et tous les auxiliaires de justice.

Les magistrats participent à cette audience solennelle en toge.

Article 184

Au cours de l'audience solennelle, le président de la Cour Suprême fait un exposé de l'activité des juridictions durant l'année écoulée.

L'exposé est précédé d'une mercuriale du Procureur Général de la République portant sur un sujet d'actualité ou sur un sujet d'intérêt juridique ou judiciaire.

Les ceremonies marquant la rentrée judiciaire sont rehaussées par le Président de la République en sa qualité de Magistrat Suprême.

Section 19

De la reconstitution du dossier judiciaire

Article 185

Lorsque, par suite d'une cause quelconque, des minutes d'arrêts ou de jugements non encore exécutés, ou des pièces d'une procédure en cours ont été détruites, enlevées ou se trouvent égarées et qu'il n'a pas été possible de les rétablir, il est procédé à la reconstitution du dossier par la juridiction.

TITRE III

DU MINISTERE PUBLIC ET DE LA POLICE JUDICIAIRE

CHAPITRE I

DU MINISTERE PUBLIC

Section 1

De l'organisation du Ministère public

Article 186

Le Ministère public est constitué :

1° du Parquet Général de la République dirigé par le Procureur Général de la République assisté d'un premier substitut général et de substituts généraux ;

ntahe zijanye n'ukwihweza imanza zihutirwa nk'imanza zijanye n'ukuraba ko umuntu yapfunzwe hakurikijwe amategeko n'imanza zerekeye abafatanywe itonga.

Ingingo ya 183

Ku musi wa mbere w'akazi w'ukwezi kwa Nyakanga, Sentare Ntahinyuzwa iratunganya ibirori vy'ukwugurura umwaka w'ubutungane vyitabwa n'abacamanza bose, abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza n'abafasha abacamanza.

Abacamanza n'abashikirizamanza bitaba ivyo birori baba bambaye umwambaro ubaranga.

Ingingo ya 184

Mu birori vy'ukwugurura umwaka w'ubutungane, Umukuru wa sentare ntahinyuzwa arashikiriza ibikorwa vyaranguwe n'amasentare mu mwaka urangiye.

Ijambo ry'Umukuru wa Sentare ntahinyuzwa rikurikira ijambo ry'Umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika ryerekeye inkuru igezweho canke ijambo ryerekeye ibintu bifise akamaro mu bijanye n'amategeko canke n'ubutungane.

Ibirori vy'ukwugurura umwaka w'ubutungane biterwa iteka n'Umukuru w'Igihugu ari na we Mucamanza Kizigenza.

Agace ka 19

Ugusubiriza inzandiko zazimiye zo mw'idosiye yarungitswe n'umushikirizamanza muri sentare

Ingingo ya 185

Mu gihe, bivuye ku mvo kanaka, inzandiko z'inkomoko zirimwo ingingo zafashwe na sentare canke iz'imanza zitarashirwa mu ngiro, canke inzandiko z'urubanza rukiriko ruraburanishwa zazimanganye, zakuwemwo canke zatakaye kandi bikaba bitashobotse ko zisubira kuboneka zica zisubirizwa na sentare.

IKIGABANE CA III

IVYEREKEYE URWEGO RW'ABASHIKIRIZAMANZA N'IGIPORISI C'INYAMIRAMABI

IGICE CA I

IVYEREKEYE URWEGO RW' ABASHIKIRIZAMANZA

Agace ka 1

Ingene Urwego rw'abashikirizamanza rutunganijwe

Ingingo ya 186

Urwego rw'abashikirizamanza rugizwe na:

1° paraki nkuru ya Repuburika irongowe n'Umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika, afashijwe n'lcariho ca mbere c'Umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika umwe hamwe n'ivyariho vy'Umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika ;

2° d'un parquet général près chaque cour d'appel dirigé par un Procureur général près la cour d'appel assisté d'un premier substitut général et de substituts généraux ;

2° paraki nkuru ikukira Sentare nkuru isubiramwo imwimwe yose irongowe n'Umushikirizamanza mukuru akukira sentare nkuru isubiramwo afashijwe n'icariho ca mbere c'Umushikirizamanza akukira sentare nkuru isubiramwo hamwe n'ivyariho vy'Umushikirizamanza ;

3° d'un parquet près chaque tribunal de grande instance dirigé par un Procureur de la République assisté d'un premier substitut et de substituts.

3° paraki ikukira sentare nkuru y'igihugu irongowe n'umushikirizamanza wa Repuburika afashijwe n'icariho ca mbere hamwe n'ivyariho vy'umushikirizamanza wa Repuburika

Article 187

Sous la surveillance du Procureur général de la République, le Ministère public près les juridictions militaires est chargé de la recherche, de l'instruction et de la poursuite des infractions de la compétence des juridictions militaires.

Toutefois, lorsqu'il l'estime nécessaire au bon déroulement de l'action publique, le Procureur Général de la République, en concertation avec I'Auditeur général, peut décider que la recherche, l'instruction ou la poursuite d'une ou plusieurs infractions visées à l'alinéa précédent sera assurée par un ou plusieurs magistrats du Ministère public près les juridictions ordinaires.

Ingingo ya 187

Bakurikiraniwe hafi n'Umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika, Abashikirizamanza bakukira sentare za gisirikare bajejwe ukurondera, ugutohoza, n'ugukurikirana imanza z'ivyaha, sentare z'intango za gisirikare zifltiye ububasha.

Ariko, igihe Umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika abonye ko bikenewe kugira urubanza rugende neza, abigiye inama n'Umushikirizamanza mukuru wa gisirikare, arashobora gufata ingingo yuko ukurondera, ugutohoza canke ugukurikirana icaha kimwe canke vyinshi mu bihejeje kuvugwa mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo bikorwa n'Umushikirizamanza umwe canke benshi bakukira sentare zisanzwe.

Article 188

Le Ministère public est un, indivisible et hiérarchisé. Les officiers du Ministère public sont placés sous la direction et le contrôle de leurs supérieurs hiérarchiques.

Ingingo ya 188

Urwego rw'abashikirizamanza ni rumwe, ntirugaburwa kandi rufise inzego zirurongoye zigenda zirasumbasumbana. Abashikirizamanza barongorwa kandi bagenzurwa n'ababatwara mu kazi.

Article 189

En cas d'absence ou d'empêchement, les remplacements au sein du Ministère public ont lieu comme suit :

1° le Procureur Général de la République est remplacé par le premier substitut général près la Cour Suprême ou à défaut, par le plus ancien substitut général près la Cour Suprême ;

2° le Procureur général près la cour d'appel est remplacé par le premier substitut général près la cour d'appel, ou à défaut, par le plus ancien substitut général près la cour d'appel;

3° le Procureur de la République est remplacé par le premier substitut, ou à défaut, par le plus ancien substitut.

Ingingo ya 189

Mu gihe Umushikirizamanza atari ho ari canke yafatiriwe, asubirizwa mu buryo bukurikira :

1° umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika asubirirwa n'lcariho ca mbere c'Umushikirizamanza akukira Sentare Ntahinyuzwa canke bitagenze uko agasubirirwa n'icariho c'Umushikirizamanza asumvya abandi uburambe mu kazi akukira Sentare Ntahinyuzwa ;

2° umushikirizamanza mukuru akukira sentare nkuru isubiramwo asubirirwa n'icariho ca mbere c'umushikirizamanza akukira Sentare nkuru isubiramwo canke bitagenze uko agasubirirwa n'icariho c'umushikirizamanza mukuru asumvya abandi uburambe mu kazi akukira Sentare nkuru isubiramwo ;

3° umushikirizamanza wa Repuburika asubirirwa n'icariho ca mbere canke bitagenze uko agasubirirwa n'icariho c'umushikirizamanza asumvya abandi uburambe mu kazi.

Article 190

Le Ministère public est placé sous l'autorité du Ministre ayant la justice dans ses attributions qui peut enjoindre d'instruire et de poursuivre au Procureur Général de la République, aux procureurs généraux près les cours d'appel et aux procureurs de la République.

Toutefois, il ne peut s'opposer ni aux instructions, ni aux poursuites intentées par le Ministère public. Il peut réclamer l'état d'avancement d'une enquête, en consulter le dossier ou demander des renseignements.

Article 191

Le personnel judiciaire du Ministère public comprend les magistrats du Ministère public et les agents de l'ordre judiciaire.

Les magistrats du Ministère public sont des magistrats de carrière affectés dans les parquets et parquets généraux à l'exception des magistrats stagiaires.

Sont également magistrats de carrière, les magistrats du Ministère public détachés ou affectés auprès de l'administration centrale du ministère ayant la justice dans ses attributions, auprès des administrations personnalisées relevant du ministère ayant la justice dans ses attributions, auprès d'autres services de l'Etat ou d'une organisation régionale ou internationale.

Article 192

Sont agents de l'ordre judiciaire au sein du Ministère public les secrétaires en chef, les secrétaires et les commis secrétaires ainsi que les commis des parquets et parquets généraux.

Article 193

Un règlement d'ordre intérieur précise les règles d'organisation et de fonctionnement des parquets généraux, des parquets et des secrétariats. Il est fixé par instruction du Procureur Général de la République.

Section 2

De la compétence du Ministère public

Article 194

Le Ministère public surveille l'exécution des lois, des règlements, des décisions de justice et des autres titres exécutoires. Il poursuit d'office cette exécution selon les dispositions qui intéressent l'ordre public. Il a la surveillance de tous les Officiers de Police Judiciaire.

A la requête des huissiers agissant sous la supervision de la juridiction compétente en ce qui concerne l'exécution des décisions de justice, des

Ingingo ya 190

Urwego rw'abashikirizamanza rutwarwa n'Umushikiranganji w'ubutungane ashobora gutegeka Umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika, abashikirizamanza bakuru bakukira Sentare zisubiramwo hamwe n'abashikirizamanza ba Repuburika gutohoza no gukurikirana ivyaha.

Ariko, Umushikiranganji ntashobora kubera intambamyi itohoza, canke ikurikirana ry'imanza rigirwa n'abashikirizamanza. Arashobora kubaza aho itohoza rigeze, akaraba ibiri mw'idosiye y'itohoza, canke akabaza inkuru zijanye n'iryo tohoza.

Ingingo ya 191

Abakozi bo mu rwego rw'abashikirizamanza bagizwe n'abashikirizamanza hamwe n'abandi bakozi bo mu rwego rw'ubutungane.

Abashikirizamanza ni abacamanza babigize umwuga bakorera muri paraki no muri paraki nkuru kiretse abacamanza bacimenyereza umwuga.

Abandi babigize umwuga ni abacamanza bashinzwe canke bahawe ayandi mabanga mu Bushikiranganji bw'ubutungane, mu bisata vyitunganiriza ibijanye n'intwaro n'ikigega bikukira Ubushikiranganji bw'ubutungane, mu bindi bisata vya Reta canke mw'ishirahamwe ry'ibihugu Uburundi buherereyemwo canke mpuzamakungu.

Ingingo ya 192

Abakozi bo mu rwego rw'ubutungane abashikirizamanza bakorera mu rw'abashikirizamanza ni abanyamabanga bakuru abanyamabanga, abafasha abanyamabanga, hamwe n'abakarani bo muri paraki no muri paraki nkuru.

Ingingo ya 193

Amategeko ntunganyabikorwa aratomora amategeko agenga ingene paraki nkuru, paraki n'ibiro vy'abanyamabanga bitunganijwe n'ingene bikora. Ayo mategeko ntunganyabikorwa ashingwa biciye mu ngingo ifatwa n'Umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika.

Agace ka 2

Ububasha bw'abashikirizamanza

Ingingo ya 194

Urwego rw'abashikirizamanza rucungera ikurikizwa ry'amabwirizwa, amategeko, ingingo z'ubutungane n'izindi nzandiko zose zirekura ko ingingo zafashwe zikurikizwa. Urwo rwego rurakurikirana iryo kurikizwa ruvyibwirije rwisunze ingingo zijanye n'umutekano w'igihugu. Urwo rwego ni rwo rucungera ibikorwa vy'inyamiramabi zose.

Bisabwe n'abamenyeshamanza bahagarikiwe na sentare ibifitiye ububasha mu vyerekeye ishirwa mu ngiro ry'ingingo z'ubutungane, ingingo z'abacamanza, imitahe canke izindi ngingo zose n'ivyemezo vy'uko

ordonnances, des mandats ou de tous autres actes revêtus de la formule exécutoire, le Ministère public défère à la réquisition de la force publique.

Article 195

Les officiers du Ministère public peuvent agir au civil par voie d'action principale, au nom et dans l'intérêt de toute personne physique ou morale lésée qu'ils estiment être, pour quelque cause que ce soit, dans l'incapacité ou dans l'impossibilité d'assurer elle-même la défense de ses intérêts sous réserve d'autres attributions qui leur sont conférées par des lois particulières.

Le Ministère public peut par voie de requête écrite, demander au président de la juridiction, la désignation d'un conseil ou d'un défenseur chargé d'assister les personnes visées à l'alinéa précédent.

Il agit d'office comme partie principale dans les cas spécifiés par la loi et chaque fois que l'intérêt public exige son concours.

Article 196

Sont communiqués au Ministère public pour avis :

1° les causes concernant l'Etat ou les communes, les établissements publics, les sociétés publiques et à participation publique ainsi que les entreprises publiques;

2° les procédures relatives à l'absence des personnes, aux actes de l'état civil, à l'ouverture, à l'organisation et au fonctionnement des tutelles, la mise sous conseil judiciaire ainsi que les litiges relatifs aux successions ;

3° les demandes qui intéressent les mineurs, les interdits et les personnes placées sous tutelle ou qui concernent l'administration du patrimoine du failli;

4° les procédures en matière de faillite ou de concordat judiciaire.

Les attributions du Ministère public près les juridictions spécialisées ayant rang des cours d'appel sont remplies par les magistrats du parquet général près la cour d'appel de leur ressort.

Les attributions du Ministère public près les juridictions spécialisées ayant rang des tribunaux de grande instance sont remplies par les magistrats du parquet près le tribunal de grande instance de leur ressort.

Article 197

L'avis du Ministère public est donné par écrit dans les trente jours après que la cause lui arr été communiquée, à moins qu'en raison des

zikurikizwa, urwego rw'abashikirizamanza rurashobora gufata ingingo yo kwikora ku bajejwe umutekano.

Ingingo ya 195

Abashikirizamanza barashobora gushingisha urubanza rw'amatati nyamukuru kw'izina no ku nyungu z'umuntu wese canke ishirahamwe ryose babona ko yarenganijwe canke, kubera imvo iyo ari yo yose, adashoboye kwiburanira hatirengagijwe ko bashobora kurangura iyindi mirimo bahabwa n'amategeko avyerekeye.

Umushikirizamanza arashobora, biciye mu rwandiko, gusaba umukuru wa sentare, ko hagenwa umugwi canke uwufasha uwuburana ajejwe gufasha abantu bavugwa mu gahimba ka mbere kiyi ngingo.

Umushikirizamanza avyibwirije akora nk'umuburanyi nyamukuru mu bihe bitegekanijwe n'ibwirizwa no mu gihe cose biba bikenewe ko afasha ku neza ya bose.

Ingingo ya 196

Ibimenyeshwa umushikirizamanza kugira agire ico abivuzeko ni :

1° imanza zerekeye Reta canke amakomine, ibigo vya Reta, amashirahamwe ya Reta n'ayo Reta ifisemwo umutahe hamwe n'amahinguriro ya Reta ;

2° imanza zerekeye abantu batarenguka muri sentare, inzandiko ndangamuntu, ugutanguza igenwa ry'umurezi, ingene ico gikorwa gitunganijwe n'ingene kirangurwa, ugushiraho abahanuzi mu vyerekeye ubutungane hamwe n'amatati ajanye n'ugutorana;

3° imanza zerekeye abana, ibibujijwe hamwe n'abantu barezwe canke izerekeye itunganywa ry'amatungo y'uwahomvye;

4° imanza zerekeye uruhombo canke amasezerano yo kuzamura ishirahamwe riri mu ngorane biciye mu butungane.

Ibikorwa Ubushikirizamanza bujejwe muri sentare zica imanza zerekeye igisata kanaka ziri ku rugero rwa sentare nkuru zisubiramwo birangurwa n'abacamanza bo muri paraki nkuru ikukira Sentare nkuru isubiramwo iri mu karere bakoreramwo.

Ibikorwa Ubushikirizamanza bujejwe muri sentare zica imanza zerekeye igisata kanaka ziri ku rugero rwa sentare nkuru z'igihugu birangurwa n'abacamanza bo muri paraki ikukira sentare nkuru y'igihugu iri mu karere bakoreramwo.

Ingingo ya 197

Umushikirizamanza ashikiriza iciyumviro abicishije mu rwandiko mu kiringo c'imisi mirongo itatu amaze kumenyeshwa urubanza, ariko bivanye n'uko

circonstances de l'affaire, il puisse être émis verbalement sur les bancs. Dans ce cas, l'avis est acté à la feuille d'audience.

Article 198

En matière répressive, le Ministère public recherche les infractions commises sur le territoire de la République, reçoit les dénonciations, fait tous les actes d'instruction et saisit les juridictions lorsqu'il ne décide pas du classement sans suite.

Article 199

L'exercice de l'action publique dans toute sa plénitude et devant toutes les juridictions appartient au Procureur Général de la République. Celui-ci peut exercer les fonctions d'officier du Ministère public auprès de toutes les juridictions ou y déléguer son premier substitut général ou ses substituts généraux.

Les mêmes pouvoirs appartiennent aux procureurs généraux près les cours d'appel et aux procureurs près les juridictions qui ont leur siège ordinaire dans leurs ressorts respectifs. Sur l'autorisation de leur supérieur hiérarchique, les officiers du Ministère public peuvent également exercer leurs fonctions devant les juridictions sises en dehors de leur ressort.

Chaque parquet coordonne l'ensemble des activités de la Police Judiciaire de son ressort et en rend compte régulièrement.

Article 200

Sans préjudice d'autres dispositions de la présente loi organique, les juridictions jugent les affaires de leur compétence avec l'assistance et le concours du Ministère public lorsque l'ordre public est intéressé.

Le Ministère public concourt à la défense des intérêts de l'Etat, des communes, des établissements publics à caractère administratif. Il intervient par voie de conclusions ou par avis écrit.

Article 201

Seul un magistrat du Parquet Général de la République peut rechercher, instruire et poursuivre une infraction à charge des personnes suivantes, justiciables au premier degré de la chambre judiciaire de la Cour Suprême :

1° un député;

2° un sénateur ;

3° un membre du Gouvernement ;

4° l'Ombudsman ;

5° un ancien chef d'Etat ;

urubanza rumeze, arashobora gushikiriza ku munwa ivyiyumviro urubanza ruriko ruraburanishwa. Muri ico gihe, iciyumviro ciwe gica gishirwa mu rwerekeye intahe.

Ingingo ya 198

Mu vyerekeye imanza z'ivyaha, abashikirizamanza baratohoza ivyaha vyakorewe ku gataka k'Uburundi, bakakira ibirego vy'abaje kurega, bakagira itohoza ku vyaha vyose vyakozwe bakongera bagashingisha imanza muri sentare iyo badafashe ingingo yuko urubanza ruherera aho.

Ingingo ya 199

Umushikirizamanza kizigenza wa Repuburika ni we ashingisha imanza z'ivyaha izo ari zo zose muri sentare zose. Arashobora kurangura amabanga y'Ubushikirizamanza muri sentare zose canke agatuma icariho ca mbere c'Umushikirizamanza kizigenza canke ivyariho vy'Umushikirizamanza kizigenza.

Abashikirizamanza bakuru bakukira- sentare nkuru zisubiramwo, hamwe n'abashikirizamanza ba Repuburika muri sentare bakukira na bo nyene barafise ubwo bubasha. Abashikirizamanza, babanje guhabwa uruhusha n'uwubatwara mu kazi, barashobora kandi kurangurira imirimo bajejwe muri sentare ziri mu karere badasanzwe bakoreramwo.

Paraki imwimwe yose irakurikiranira hafi ibikorwa vyose vy'inyamiramabi bikorerwa mu karere ijejwe, kandi ikaja iratanga icegeranyo c'ivyakozwe.

Ingingo ya 200

Hatirengangijwe izindi ngingo z'iri bwirizwa ryunganira lbwirizwa Shingiro, sentare zica imanza zifitiye ububasha zibifashijwemwo n'abashikirizamanza mu gihe ari ku neza y'umutekano w'igihugu.

Abashikirizamanza bafise uruhara rw'ukuburanira inyugu za Reta, iz'amakomine n'iz'amashirahamwe ya Reta adafise intumbero y'ukudandaza. Ivyo bica mu mburano bashikiriza canke mu kwerekana aho bahagaze babicishije mu rwandiko.

Ingingo ya 201

Umushikirizamanza wo muri Paraki nkuru y'igihugu ni we wenyene ashobora kurondera, gutohoza no gukurikirana icaha cagira abantu bafise icubahiro c'ukuburanira ku rugero rwa mbere mu gisata ca Sentare ntahinyuzwa gicira imanza z'ivyaha abanyacubahiro bakurikira :

1° umushingamateka ;

2° umukenguzamateka ;

3° umushikiranganji ;

4° umuhuza w'abarundi;

5° uwahoze ari Umukuru w'lgihugu ;

6° un magistrat de la Cour Suprême et du Parquet Général de la République ;

7° un membre de la Cour Constitutionnelle

8° un magistrat de la Cour Spéciale des Terres et autres Biens;

9° un magistrat de la Cour Anticorruption et du Parquet Général près la Cour Anticorruption ;

10°un Officier Général de la Force de Défense Nationale, un magistrat de la Cour Militaire ou de I'Auditorat Général;

11° un Officier Général de Police;

12°un commissaire de la Commission Nationale Indépendante des Droits de l'Homme ;

13°un mandataire politique ou public ayant le rang de Ministre;

14°un gouverneur de province;

15°un magistrat de la cour d'appel, un magistrat de la Cour administrative, un magistrat de la Cour d'appel de commerce ou un magistrat du Parquet général près la cour d'appel;

16°un magistrat détaché ou affecté auprès de l'administration centrale et personnalisée du ministère de la justice ;

17°un magistrat de la Cour des Comptes.

Article 202

Seul un magistrat du Parquet général près la cour d'appel peut rechercher, instruire et poursuivre une infraction à charge d'un magistrat de carrière autre que ceux visés à l'article 201 de la présente loi organique, d'un administrateur communal, de tout haut fonctionnaire ou mandataire public nommé par décret, autres que ceux qui sont justiciables au premier degré de la Cour Suprême ainsi qu'un avocat régulièrement inscrit au barreau du Burundi.

Article 203

Sauf cas de flagrant délit, les personnes visées aux articles 201 et 202 de la présente loi organique ne peuvent être placées en détention préventive que si l'infraction à raison de laquelle elles sont poursuivies est passible d'une peine de plus de cinq

6° umucamanza wo muri Sentare ntahinyuzwa n'umucamanza wo muri Paraki nkuru ya Repuburika;

7° umucamanza wo muri Sentare yubahiriza lbwirizwa Shingiro;

8° umucamanza wo muri Sentare idasanzwe ica imanza z'amatongo n'ayandi matungo;

9° umucamanza wo muri sentare irwanya igiturire n'uwo muri paraki nkuru ikukira Sentare irwanya igiturire ;

10° intwazangabo y'ipete rya jenerari wo mu rwego rw'ukwivuna abansi, umucamanza wo muri Sentare ya gisirikare canke umushikirizamanza wo muri Paraki ya gisirikare;

11° intwazangabo y'ipete rya jenerari mu Giporisi;

12°umukomiseri wo mu Mugwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu ;

13°umukozi mukuru wa Reta akora ivyerekeye poritike mu kiringo kinaka canke umukozi mukuru wa Reta akora mu kiringo kizwi afise icubahiro nk'ic'umushikiranganji ;

14°buramatari w'intara;

15°umucamanza wo muri sentare nkuru isubiramwo, umucamanza isasa mu manza za Reta n'ibisata bimwebimwe vyayo, umucamanza wa sentare nkuru isubiramwo y'ubudandaji canke umucamanza wo muri Paraki nkuru ikukira Sentare nkuru isubiramwo ;

16°umucamanza akorera mu biro vy'Umushikiranganj w'ubutungane canke uwarungitswe mu gisata citunganiriza intwaro n'ikigega co mu bushikiranganji bw'ubutungane;

17° umucamanza wo muri Sentare isuzuma ikongera igakurikirana ingene amafaranga y'igihugu akoreshwa.

Ingingo ya 202

Umushikirizamanza wo muri Paraki nkuru ikukira sentare nkuru isubiramwo niwe we nyene ashobora kurondera, gutohoza no gukurikirana icaha cagirizwa umucamanza yabigize umwuga atari mu bavugwa mu ngingo ya 201, Musitanteri, n'abandi bakozi ba Reta bakurubakuru canke abakozi bakuru ba Reta bagenywe n'itegeko ry'Umukuru wlgihugu, atari abacirwa imanza ku rugero rwa mbere muri Sentare Ntahinyuzwa hamwe n'umushingwamanza yiyandikishije hisunzwe amategeko mu rwego rw'abashingwamanza rwo mu Burundi.

Ingingo ya 203

Kiretse bafatanywe itonga, abantu bavugwa mu ngingo ya 201 n'iya 202 ntibashobora gupfungwa ivy'agateganyo kiretse iyo icaha bakurikiranwako gihanishwa umunyororo w'imyaka irenga itanu.

ans de servitude pénale.

Article 204

Les dispositions des articles 201 et 202 de la présente loi organique sont applicables à toutes les infractions commises pendant l'exercice des fonctions qu'elles soient ou non en rapport avec celles-ci ou si les personnes concernées y accèdent postérieurement au fait qui leur est reproché.

Après la cessation des fonctions, elles continuent à bénéficier du privilège de juridiction uniquement pour les faits en rapport avec ces dernières.

CHAPITRE II
DE LA POLICE JUDICIAIRE

Article 205

L'organisation et le statut de la Police Judiciaire font l'objet d'une loi particulière.

Article 206

La police judiciaire est chargée de rechercher les auteurs des infractions à la loi pénale, de réunir les indices à leur charge et de les mettre à la disposition du Ministère public conformément au Code de Procédure Pénale.

Elle assiste le Ministère public dans sa mission d'exécution des lois, des règlements et des décisions de justice.

Article 207

La Police Judiciaire a le pouvoir de procéder à l'arrestation provisoire des auteurs ou complices présumés de l'infraction, à la perquisition de leur domicile, à la saisie de leurs biens, le tout dans les limites déterminées par le Code de Procédure Pénale et sous le contrôle du Ministère public.

Article 208

La Police Judiciaire est spécialement chargée de :

1° exécuter les réquisitions et mandats des magistrats ;

2° émettre les avis de recherche d'individus ou de biens faisant l'objet d'enquêtes ;

3° centraliser et exploiter la documentation criminelle tant nationale qu'étrangère;

4° délivrer les extraits du casier judiciaire.

Ingingo ya 204

Ibitegekanijwe mu ngingo ya 201 n'iya 202 birakurikizwa ku vyaha vyose vyakozwe n'abantu mu kiringo bakirangura amabanga bajejwe, ivyo vyaha bijanye canke bitajanye n'ayo mabanga, canke iyo abo bantu bashinzwe ayo mabanga ivyo vyaha bakurikiranwako baramaze kubikora.

Mu gihe abo bantu batakiri muri ayo mabanga, bagumana iryo teka ryo kuburanira muri izo sentare, ariko gusa ku vyaha bijanye n'ayo mabanga.

IGICE CA II
IVYEREKEYE IGIPORISI C'INYAMIRAMABI

Ingingo ya 205

Ingene igiporisi c'inyamiramabi gikora hamwe n'amategeko akigenga bitegekanijwe mw'ibwirizwa cisangije.

Ingingo ya 206

Igiporisi c'inyamiramabi gishinzwe kurondera abakoze ivyaha bitegekanijwe mu Gitabu c'amategeko mpanavyaha, gutororokanya ivyagiriji no kubashikiriza abashikirizamanza, hisunzwe ibitegekanijwe n'lgitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa.

Igiporisi c'inyamiramabi gifasha abashikirizamanza mu mirimo yabo y'ugushira mu ngiro amabwirizwa, amategeko n'ingingo z'ubutungane.

Ingingo ya 207

Igiporisi c'inyamiramabi gifise ububasha bwo gupfunga ivy'imfatakibanza abakoze icaha canke abakekwa ko bafashije abakoze icaha, gusaka aho baba, gufata ibintu vyabo, ivyo vyose bikagirwa hubahirijwe ibitegekanijwe n'lgitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa, zicibwa n'ingene zikurikizwa kandi bagakurikiranirwa hafi n'abashikirizamanza.

Ingingo ya 208

Igiporisi c'inyamiramabi kijejwe cane cane :

1° gukora ivyo gisabwe n'abashikirizamanza no gushira mu ngiro ibiri mu mutahe utangwa n'abashikirizamanza;

2° gutanga ibiri mu mitahe yo kurondeza abantu canke ibintu biriko bikorwako itohoza ;

3° kwegeranya no gukorera ku nkuru zijanye n'ubukozi bw'ikibi zaba izo mu gihugu canke izo mu bindi bihugu ;

4° gutanga iyimuriro ry'amafishi y'ivyaha abantu bahaniwe.

Article 209

Le Ministre en charge de la justice peut nommer, au sein des administrations publiques, des officiers de Police Judiciaire à compétence restreinte sur proposition du Ministre dont ils relèvent administrativement. Ils rendent compte régulièrement au Ministère public de leurs activités strictement judiciaires.

L'acte de nomination détermine leur compétence matérielle et territoriale.

Ingingo ya 209

Umushikiranganji ajejwe ubutungane arashobora kugena, mu buzi bwa Reta, abaporisi b'inyamiramabi bafise ububasha ku bintu bimwebimwe, bashikirijwe n'Umushikiranganji abo baporisi b'inyamiramabi batwarwamwo. Abo baporisi bafise ububasha ku bintu bimwebimwe baja barashikiriza Urwego rw'abashikirizamanza icegeranyo c'ibikorwa barangura bijanye n'ubutungane gusa.

Ingingo igena abo baporisi b'inyamiramabi iratomora ububasha bafise bushimikiye ku kiburanwa n'aho akarere bakoreramwo kagarukira.

TITRE IV

DES DISPOSITIONS TRANSITOIRES ET FINALES

Article 210

En attendant la création de la Cour d'appel de commerce, les cours d'appel restent compétentes pour connaître de l'appel contre les décisions rendues au premier degré par le tribunal de commerce et les tribunaux de grande instance statuant en matière commerciale.

Article 211

En attendant l'affectation des officiers du Ministère public auprès des tribunaux de résidence, le Procureur de la République continue à organiser la représentation du Ministère public auprès de ces tribunaux siégeant en matière répressive.

Article 212

A l'entrée en vigueur de la présente loi organique, les litiges fonciers en matière de terres rurales encore pendants devant les cours d'appel continuent à être instruits et vidés par ces mêmes cours.

Article 213

En attendant la création des chambres anticorruption au sein des tribunaux de grande instance, la Cour spéciale anticorruption continue à trancher les litiges en rapport avec la corruption et les infractions connexes.

Article 214

En attendant la création des chambres d'appel au sein des cours d'appel, les affaires pendantes devant la chambre administrative de la Cour Suprême continuent à être instruites par cette dernière.

Article 215

En attendant la mise en vigueur de la loi n°1/05 du 16 mars 2023 portant détermination et délimitation des provinces, des communes, des zones, des collines et/ou quartiers de la République du Burundi, le tribunal du travail, du commerce et la Cour administrative continuent à connaître les

IKIGABANE CA IV

INGINGO MFATAKIBANZA N'IZISOZERA

Ingingo ya 210

Mu kurindira ko hashingwa Sentare nkuru isubiramwo y'ubudandaji, Sentare nkuru isubiramwo ni yo yonyene ica imanza zungurujwe zerekeye ingingo zafashwe na sentare z'ubudandaji zo mu karere ikoreramwo.

Ingingo ya 211

Mu kurindira ko muri sentare z'intango hashirwaho abashikirizamanza, Umushikirizamanza wa Repuburika abandanya atunganya ibijanye n'uguserukira urwego rw'abashikirizamanza muri sentare zisasa mu manza z'ivyaha.

Ingingo ya 212

Kuva iri bwirizwa rigiye mu ngiro, imanza zerekeye amatati y'amatongo atari ayo mu bisagara zikiburanishwa muri sentare nkuru zisubiramwo zibandanya zitohozwa zongera zicibwa n'izo sentare nyene.

Ingingo ya 213

Mu kurindira ko hashingwa ibisata bica imanza zerekeye igiturire muri sentare nkuru z'igihugu, Sentare idasanzwe irwanya igiturire ibandanya ica imanza zijanye n'igiturire hamwe n'ivyaha bijanye.

Ingingo ya 214

Mu kurindira ko hashingwa ibisata vy'iyungururizo muri Sentare nkuru zisubiramwo, imanza zikiriko ziraburanishwa mu gisata gica imanza zerekeye Reta n'ibisata bimwebimwe vyayo ca Sentare ntahinyuzwa zibandanya zitohozwa n'ico gisata.

Ingingo ya 215

Mu kurindira ishirwa mu ngiro ry'ibwirizwa ryunganira ibwirizwa shingiro inomero 1/05 ryo ku wa 16 Ntwarante 2023 rishinga imbibe z'intara, iz'amakomine, iz'amazone, iz'imitumba canke amakaritiye vya Repuburika y'Uburundi, sentare y'akazi, iy'ubudandaji n'iyica imanza zega Reta

litiges relevant de leurs compétences respectives actuelles.

Article 216

Toutes dispositions antérieures contraires à la présente loi organique sont abrogées.

Article 217

La présente loi organique entre en vigueur le jour de sa promulgation.

Fait à Gitega, le 26 décembre 2023

Evariste NDAYISHIMIYE (sé)

Par le Président de la République,

Vu et Scellé du Sceau de République

Le Ministre de la Justice

Domine BANYANKIMBONA (sé)

zibandanya zakira imanza zijanye n'ububasha bwazo.

Ingingo ya 216

Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa ryunganira lbwirizwa Shingiro zirafuswe.

Ingingo ya 217

Iri bwirizwa ryunganira lbwirizwa Shingiro rija mu ngiro kuva umusi ritangarijweko.

Bigiriwe i Gitega, ku wa 26 Kigarama 2023

NDAYISHIMIYE Evariste (sé)

Ku bw'Umukuru w'Igihugu,

Bibonywe kandi Bishizweko Ikimangu ca Répuburika

Umushikiranganji w'Ubutungane

BANYANKIMBONA Domine (sé)

Tarif de vente, d'abonnement et frais d'insertion au Bulletin Officiel du Burundi.

A. Tarifs de vente

1° BOB ordinaire: 9.000 Fbu

2° BOB objet d'un code: 15.000 Fbu

B. Tarifs d'abonnement annuel

1° Au Burundi

a) retrait par l'abonné lui-même: 120.000 Fbu

b) livraison à domicile ou au bureau: 150.000 Fbu

2° Autres pays

- livraison à l'agence ou au bureau de liaison: 150.000 Fbu

C. Insertion

Outre les actes du Gouvernement, sont insérés au Bulletin Officiel du Burundi: les publications légales, les extraits et les modifications des actes ainsi que les communications ou avis des Cours et Tribunaux.

Les assignations et les significations à domicile inconnu des Cours et Tribunaux sont publiées à titre onéreux.

Les demandes d'insertion au Bulletin Officiel du Burundi doivent être adressées au Directeur du Centre d'Etudes et de Documentations Juridiques accompagnées du paiement du coût indiqué dans l'ordonnance Conjointe n°550/540/2306 du 30 décembre 2016.

Pour tout renseignement relatif au Bulletin Officiel du Burundi, adressez-vous au Centre d'Etudes et de Documentations Juridiques, Rohero I, Avenue Luxembourg n°5, B.P. 7379 Bujumbura, téléphone 22252637.

Imprimé au Centre d'Etudes et de Documentations Juridiques